# INDIRIMBO

# ZO

# GUHIMBAZA IMANA

Nimushimire Uhoraho yukw'ari mwiza,
Kukw'imbabazi ziwe zamah'ibihe vyose.
Abacunguwe n'Uhoraho bavuge bartyo,
Abo yacunguye, akabakura mu kuboko
kw'umwansi. Zaburi 107 :1,2.

# ABREVIATIONS :

**G.B. - Golden Bells (C.S.S.M3-7Wigmore St., London, W.I.)**

**T.H. –Tabernacle Hymns No. (Tabernacle Publishing Co.,
Corner Lakes St. & Waller Ave., Chicago, III.)**

**M.S. – Manuscript. (This includes all tunes which do not occur in the above two books. The music may be found in sankey's Songs and Solos, Worship in Song, Christian Service Songs, Alexander's Hymns No. 3 and other well-known books)**

***Doxology. G.B. 702; T.H. 324***

*Dushime Nyen'umugisha,*
*Tumushime mw'isi twese,*
*Namwe mw ijuru mushime*
*Dat' Umwana Mpwemu Yera.*

## GUHIMBAZA

## 1r

***Holy, Holy, Holy, G.B.51 T.H.284***

1. Yera, Yera, Yera, Mwam' Imana yacu,
Kare mu gitondo tukuririmbire;
Uri n'ububasha, uri n'ikigongwe,
Ur' Ubutatu bur' Iman' imwe.

2. Yera, Yera, Yera, eh' abera bose
Bikubit' imbere y' iyiri ku ngoma:
Ni yo yamyeho, kand'iriho, kand' iza,
Ibah' ibihe bitazoshira.

3. Yera, Yera, Yera, Ur' Iyera rwose,
Ubgiza bgawe ntibgorabga n'ababi:
Ni wewe wenyene wer' urusha hose,
Data w' ubuntu, Nyen' imbabazi.

4. Yera, Yera, Yera, Mwam' Imana yacu,
Ivyaremwe vyose biragutazira:
Uri n'ububasha, uri n'ikigongwe,
Ur' Ubutatu bur' Iman' imwe.

## 2 r

***Praise God from whom all blessings flow G.B. 702; T.H 324***

1. Dushim' Iman' ihoraho
Yatugiriy' imbabazi,
Twaremwe n'ijambo ryayo,
Tuyishimish' imitima.

2. Kukw iduhay' umugisha.
Twes' abari mur' iyi si,
Dukwiye kurushiriza
Kuyishima bishimitse.

3. Namwe ngabo zo mw ijuru
Ni mwe mwabangurukanye,
Mubona mu nyonga hayo:
Muyihimbazanye natwe.

4. Dushime rer' Uhoraho.
Kw ari we Data wa twese,
Na Yesu yadupfiriye
Na Mpwem' Umufasha wacu.

## 3 r

***All people that on earth do dwell. G.B. 10; T.H. 324***

1. Yemw' abari mw isi mwese,
Muririmbir' Uhoraho,
Mukwiye kumukorera
Munezerwe bishimitse.

2. Uhoraho ni we Mana,
Uwo ni we yaturemye,
Tur' ibitungw' aragira,
Turi mu mukuku wiwe.

3. Muz' i w'imbere mu rugo
Muhimbaz' ubuntu bgiwe,
Muhore mumutazira,
Izina ryiwe rishimwe.

4. Kuk' Uhorah' ari mwiza,
Kandi n'umunyembabazi,
Na ntary' azam' azifise,
N' uwo kwizigirwa cane.

## 4 r

***All hail the power of Jesus Name. G.B. 4 (1); T.H 352 (2)***

1. Dushime can' izina ryawe
Yesu Mukiza wacu:
Turakwimitse ng' utuganze,
Mukama wacu Yesu,
Rugira vyose.

2. Yemwe mwishwe bamubahora,
Munezerwe mw ijuru:
Muhimbaz' uwabapfiriye:
Ni we Mukama wacu
Rugira vyose.

3. Mwa bana ba Adamu mwese,
Bacunguwe na Yesu,
Muhimbaze mwene
Dawidi, Umwami wacu Yesu
Rugira vyose.

4. Abakuwekw ivyaha mwese,
Mukaronk' ubgo buntu
Enda tumwunamire twese,
Ni we Mukama wacu
Rugira vyose.

5. Namwe banyamahanga mwese,
Imik' uwo Mukiza,
Ni we Mucunguzi w'abantu,
Umwami wacu Yesu
Rugira vyose.

6. Twifuza cane kuzoshika
Mw ijur' aho Yes' ari,
Ngo tumushim' ibihe vyose,
Ni we Mukama wacu
Rugira vyose.

## 5 r *Praise to Lord the Almighty the King of creation.M.S*

1. Twese dushim' Umwam' Imana ni tuyisenge,
Kukw ari yo yaremy' ivyo mw isi n' ivy' ijuru;
Yesu Mwami, wez' imitima yacu
Ngo turirimbir' Imana.

2. Ni tumushim' Umwam' Imana
ni tuyisenge,
Kw ari y' iganza nez' ivyo mu bihugu vyose;
Yam' iduha ibidukwiye vyose,
Twizer' iryo jambo ryiza.

3. Ni tumushim' Umwam' Imana,
ni tuyisenge;
Yaraturemye, ni yo yaduhay' ubugingo;
Iduh' amahoro mu vyago vyacu,
N' Iman' igir' imbabazi.

4. Ni tumushim' Umwam' Imana,
ni tuyisenge;
Ibihumeka vyose bishim' izina ryayo;
Tuyikunde kukw ar' umuco wacu;
Tuyiseng' imisi yose.

## 6 r *Oh for a thousand tongues, T.H.276*

1. Nogir' indim' igihumbi
Na ho vyonanira
Kuririmb' uko bikwiye
Ishimwe ry' Umukiza.

2. Mana yanje, ngwin' umfashe
Kwamamaza hose
Icubahiro n' ubgiza
Vy' izina ryawe ryiza.

3. N' izina rihumuriza
Mu bgoba dufise,
Riduh' ubugingo busha
N' amahoro y' Imana.

4. Yes' abasha kwic' icaha,
Abohor' imbohe,
Amaraso yiwe yeza
Umunyavyaha nkanje.

5. Gipfamatwi we, n' umwumve,
Kiragi, ririmba,
Mpumyi we, rab' Umukiza,
Kimuga we, n' usimbe!

## 7 r *With harps and with vials. G.B. 61*

1. Umv' abera bo mw ijuru baranezerewe,
Baririmbira Yes'iyi ndirimbo nsha.

*Bat' Icubahiro cose kib' ica Yesu*
*Yadukunz' akatwuhagiz' amaraso.*

2. Abo bose kera bari bandujwe n'ivvaha,
None bambay'impuzu z'abakijijwe.
Bat' Icubahiio cose...

3. Uwagarariza cane Yes' amuhindura
Umuherezi w' Iman' akamwimika.
Nukw icubahiro cose...

4. Iyo Yes' atadukunda tutarozw' ivyaha,
Tuba twihebuye, twokwogejwe na nde?
Non' icubahiro cose...

5. Turirimbire n' aband' uko yadukijije,
Bibareherez' ah' ari, baririmbe.
Bat' Icuhahlro cose...

## 8 r *At the Name of Jesus.G.B. 13.(1)*

1. Kw izina rya Yesu
Ni dupfukame,
Ngo twemere Yesu
Yukw ar' Uhoraho,
Ngo biter' Imana
Icubahiro,
Kuko Yes' ari we
Jambo w'Imana.

2. Uwo Jambo ni we
Yaremy' iyi si,
N' umuco n' umwiza,
N' izuba n' ukwezi,
N' inyenyeri na zo,

N' ibiguruka,
N' umuntu mw ishusho
Y' Imana yacu.

3. Yaciye bugufi
Acik' umuntu,
Maz'abanyavyaha
Baca baramwica,
nah' afis' izina
Ry' icubahiro,
Hanyum' arazuka,
Atsinz' urupfu.

4. Bene Data, vuga
Izina ryiwe
Muciye bugufi,
Kw ar' Imana nkuru,
N' Umukiza wacu,
Krist' ahoraho,
N' izina riruta
Ayandi yose.

5. Mu mitima yanyu
Ni mumwimike.
Rek' anesh' atsinde
Ivy' amasatani,
Ni w' afis' inganji.
Ni w' azonesha
Wa mwansi Satani,
Ni yabatera.

6. Bene Data, Yesu
Azogaruka
Mu bgiza bg'Imana
N' ubg' ingabo zayo
Azotsind' abansi
Bose bo mw isi,
Kukw ari we Mwami
Aganz' abami.

## 9 r *Praise Him, praise Him G.B.45; T.H.86*

1. Yes' ashimwe, turamushim' Umukiza,
Bose bashim' urukundo rwiwe,
Mumushime mwa bamarayika bera.
Muhimbaz' icubahiro ciwe.
Umukiza aratubungabunga,
N' Umwungere mwiz' atuzigama.
Mumushime mwa bamarayika bera,
Mutazir' icubahiro ciwe.

2. Yes' ashimwe, turamushim' Umukiza,
Kubg' ivyaha vyacu yapfiriye,
Kubgiwe twizigiye ko tuzokizwa
Tugahabg' ubugingo bg'Imana.
Yarabambge, yemejwe n'urukundo
Abansi bamushinyagurira,
Yambitsw' igitsibo c'amahwa mu mutwe,
Yavyemejwe n'urukundo rwiwe.

3. Yes' ashimwe, turamushim' Umukiza,
Yarazuts' avyagira mw ijuru.
Non' ashimwe n'abamarayika bera.
Bamuhimbaza n' ijwi rirenga.
Non' abantu boye gutiny' urupfu :
Mwami Yesu, wararunesheje;
Ariko rwahinduw' irembo ry'ijuru
N' ukuzuka kwawe Mutabazi.

## 10 r *Praise my soul the King of heaven. G.B.32.(1)*

1.Nshim' Umwami wo mw ijuru,
Ntang' ivyo guhimbaza,
Nari mboshw' arambohora,
Nari ndway' arankiza.
Tumushime, tumushime,
Ni we Mwam' ahoraho.

2. Ba sogokuruza kera
Bari mu mubabaro,
Abagirir' imbabazi,
Tumuhimbariz' ivyo.
Na none tumwizigire
Kukw ar' uko yahoze.

3. Ni Data wa twese mwiza,
Az' intege nke zacu,
Atubungabunga neza,
Kand' akatuzigama.
Duhimbaz' ubuntu bgiwe,
Buzohoraho rwose.

4. Mwa bamarayika beza,
Ni mushim' Uhoraho,
Namwe bera bo mw ijuru,
Mwavuye mw isi yose,
Mwese mushimane natwe
Iman' igir' ubuntu.

## 11 *Praise to the Holiest. G.B. 17*

1. Uwer'ashimwe mw ijuru,
No mw is' ahimbazwe,
Mu vy' akora no mu vy' avuga
Atangaje rwose.

2. Iman' ishimwe yatumye
Uwo kudukiza,
Yesu Adamu wa kabiri
Yatsinze Satani.

3. Ishimwe kw ivyanesheje
Adamu wa mbere,
Uwa nyuma yabirwanije
Akabitsinda pe.

4. None yemeye kwinjira
Mu mitima yacu,
No gutum' akameremere
Kiwe kab' akacu.

5. Twaratsinzwe n'urubanza,
Arikw Iruciye,
Yacits' umuntu ngo ruyice
Mu gishingo cacu.

6. Ivyabay' i Getsemane
No ku musaraba
Bitwerek' urukundo rwiwe:
Turubgir' abandi.

7. Uwer' ashimwe mw ijuru,
No 'mw is' ahimbazwe,
Mu vy' akora no mu vy' avuga
Atangaje rwose

## 12 r *Rejoice and be gladG.B. 29 T.H. 318*

1. Tunezerewe k'Umukiza yaje,
Yadupfiriye twese, kandi yazutse.

*Tumuririmbire rwose, ko yadupfiriye,*
*Haleluya, tunezerwe yuko yazutse.*

2.Tunezerewe kuk' umwiz' uciye
Hakabah' umuco w' Umukiza Yesu.

3. Tunezerewe kw amaraso yeza
Yaduhay' agakiza tugacungurwa.

4. Tunezerewe kw imyenda yishuwe,
Kand' Uwera yitangiy' abanyavyaha.

5. Tunezerewe k'Umwana w'Intama
Yaneshej' urupfu, none ni muzima.

6. Tunezerewe k'Umwami w'abami
Ari we Muvugire wacu ku Mana.

7. Tunezerewe k'Umukiza wacu
Azogaruka kutujana mw ijuru.

## 13 r *The Head that once was Crowned with thorns. G.B. 173*

1. Umwe yambitsw' igitsibo
Gitsibge mu mahwa,
Noneho yambitsw' ubgiza
Kuko yanesheje.

2. Non' avyagiye mw ijuru,
Ni w' asumba vyose,
Ni we Mwam' aganz' abami,
N' umuc' udashira.

3. Ni we munezero wacu
N' uw' abo mw ijuru:
Umv' ingene yadukunze
Kubg' izina ryiwe.

4. Umusaraba w'isoni
Wacits' uw' ubuntu,
Waduhay' umunezero:
Twitiriwe Yesu.

5. Tubabarana na Yesu
Tukir' ino mw isi,
Maze ni twaja mw ijuru
Tuzimana na we.

6. Umusaraba wa Yesu
Wamuhay' urupfu,
Arikw abamwizigira
Uduh' ubugingo.

## 14 r *Te Deum MS*

l. Mana turaguhimbaza,
Twemeye yuk' ur' Umwami – Haleluya (2)
Data wa twes' udashira
Isi yos'irakwambaza – Haleluya! (5)

2. Ni wewe wera derere,
Umwami w' ingabo zose -Haleluya!
Eh' icubahiro cawe
Camamaye mw isi yose -Haleluya!

3. Abo wavugisha kera,
N'intumwa za Yesu zose -Haleluya!
Baguhimbazanya Mwami,
N' abishwe babamuhora -Haleluya!

4. N' Ishengero ryawe n' uko
Ry'abera bo mw isi yose – Haleluya!
Rikunda kugushimana
Na ba bandi bo mw ijuru - Haleluya1

5. Data wa twese n' Umwana,
Na Mpwemu Yer' Iman' imwe - Haleluya!
Iman' imwe mu Butatu,
Ishimirw' icubahiro – Haleluya!

## 15

**Now thank we all our God G.B. 40**

1. Dushimish' Imana
Imitima n' amajwi,
Abo mw isi bose
Bayitazire cane,
Yam' iduh' ivyiza
Guhera mu bgana,
Kand' uko yahoze
Na none ni kw' iri.

2. Imana y'ubuntu
Yam' iba hafi yacu,
Iduh' akaneza
N' amahor' adashira.
Idukiz' ivyago,
Itwerek' inzira,
Iturind' ivyaha,
Gushitsa ku gupfa.

3. Muremyi wa twese,
Dushim' izina ryawe
N' iry' Umwana wawe
Watanz' akadupfira,
Dushime na Mpwemu,
Ni mwebge Butatu,
Burimw' Iman' imwe:
Turaguhimbaza.

## 16 r

**How sweet the Name. M.S**

1. Abera banezererwa
Izina rya Yesu,
Ribamar' imibabaro,
Rirabatinyura.

2. Umutim' ukomeretse
Ni ryo riwukiza,
Ushonje rirawuhaza,
Riruhur' urushe.

3. Ni ryo nkinzo yanje nziza
Ihor' inkingira,
N'urutare nubakako,
Inzu yanje ntigwe.

4. Ni wewe wanyitangiye,
Ur' Umwami wanje,
Ur' Umwunger' andagira
N' Umukunzi nkunda.

5. Ni wewe bugingo bganje,
Kuri wewe ni ho
Ntanguranirwa niruka,
Ni wew' unshitsayo.

6. Ndiko ndasenga, wemere
Ishimwe ngushima,
Naho ntabasha kuvuga
Ibikubereye.

7. Sinshobora kugushima
Uko bibereye,
Ariko nshitse mw ijuru
Bizonshobokera.

8. Nkirorerey' uwo musi
Nzohora ngushima,
Nzoremeshwa n' iryo zina
Ni nagera gupfa

## 17

***M.S***

Mutima wanje, ririmba,
Uhimbaz' Imana,
Mpwemu Yera, n' umanuke,
Nyuzur' umutima.

*Mana, uri nziza rwose,*
*Ur' Inyarukundo;*

*Ubuntu bgawe bumeze*
*Nk'uruzi runini.*
*Imisozi yose, Bo n'imyonga Na yo*
*Bikuririmbire,*
*N' inyoni zose zikorane,*
*Twebge na zo dushim'Imana.*

2. Iganz' inyenyeri n'isi
N' izuba n' ukwezi:
Tweho turut' ivyo vyose
Mu nyonga z'Imana.

## 18 r *Saviour like a Shepherd lead us. G.B. 335; T.H. 233*

1. Umwungere wacu ni we Yesu,
Araturinda twebge;
Na ntaryo ni w'atujana heza,
Ni w' atubungabunga;
Yes' Umwami, Yes' Umwami,
Ni we yaducunguye,
Yes' Umwami, Yes' Umwami,
Ni we yaducunguye.

2. Twebge tur' intama zawe Yesu,
Turongore mu nzira;
Uturinde neza twebge twese,
Udukure mu vyaha;
Yes' Umwami, Yes' Umwami,
Turagusavye wewe,
Yes' Umwami, Yes' Umwami,
Turagusavye wewe.

3. Yes' Umukiz' aratwakir' ubu
Naho tur' abononyi:
Ni w' aduh' ikigongwe gikuru
Tukab'intama ziwe;
Yes' Umwami, Yes' Umwami,
Ni tumwemere rero,
Yes' Umwami, Yes' Umwami,
Ni tumwemere rero.

4. Ni duheb' ivyaba vyacu vyose.
Twemer' Umwami wacu,
Dukurikir' uwo Mutabazi,
Twakire rwa rukundo;
Yes' Umwami, Yes' Umwami,
Aradukunda twese,
Yes' Umwami, Yes' Umwami,
Aradukunda twese.

## 19 r *The Heavens declare. G.B. 527*

1. Mana Muremy' ijuru
Riraguhimbaza,
Ushimwa n'ikirere
N' ibirimwo vyose.
Bishim' ubudasiba
Mw ijoro n'umurango
Icubahiro cawe
N'ubgenge n' ubuntu.

2. Izuba ryiza Mana,
Bo n'ukwezi nyene,
Bishim' izina ryawe,
N'inyenyeri n'uko.
Bibgira n'amahanga
Atarumv' ivya Yesu
Ubgiza bg'Umuremyi
Yabiremye vyose.

3. Ijambo ryawe ryera
N' iry' ukuri rwose,
Ni ryiza kandi ni ryo
Riduhumuriza.
Kand' ivyagezwe vyawe
Bituberey' itunga
Ridashira n'ubgenge
Butar' ubg' iyi si.

4. Nta wubasha kubgiwe
Kwirinda ngo ntagwe,
No kwam' akor' ivyiza,
No kudacumura:
Uhor' umfasha Mana,
Ndeke kukwibagira
No kukubabarisha
Gucumura kwanje.

5. Ivyo waremye vyose
Mw ijuru no mw isi
Bishim' izina ryawe,
Nanje ndagushima.
Kand' umubiri wanje
N'umutima ndagomba
Kubigushikanira
Ngo bicik' ivyawe.

## 20 r *The Lily of the Valley. M . S.*

1.Mbony' Umukunzi mwiza, Umukiza Yesu,
Ni w’ arut' incuti zose zo mw isi,
N' uw' igikundiro cinshi, mbonera muri we
Ivyo ngomba kunyeza no kunkiza.
Anyirura mbabaye, ankiz' amagorwa,
Mmukorer' amaganya yanje yose :
N' uw' igikundiro cinshi, yaka nk' inyenyeri,
Ni w’ arut' incuti zose zo mw isi.

*Anyirura mbabaye, ankiz'amagorwa,*
*Mmukorer' amaganya yanje Yose:*
*N' uw' igikundiro cinthi, yaka nk'inyenyeri,*
*Ni w'arut' incuti zose zo mw isi.*

2. Ibimbabaza vyose yarabinkuyeko,
Iyo ngeragezw' andinda wa Mubi,
Ivyama binganza vyose yarabinkijije,
Non' andindish' ubushobozi bgiwe.
Nah' incuti zompeba, Satan'akangeza,
Yesu ni w' azonshikana mw ijuru,
N' uw'igikundiro cinshi, yakank' inyenyeri,
Ni w' arut' incuti zose zo mw isi.

3. Ntazonsiga nk'imfuvyi; nta ho nzokwibana,
Kuko mbeshwaho n'ukwizera gusa,
Kukw ankikij'umuriro, singir'ico ntinya.
Angaburira manu yo mw ijuru.
None nkumbuy' umusi nzoshika mw’ijuru,
Nzonezerwa mbonye mu nyonga hiwe:
N'uw'igikundiro cinshi, yaka nk' invenyeri,
Ni w' arut' incuti zose zo mw isi.

## 21 *Come let us joinour cheerfu ! Songs. G.B. 5*

1. Ni muze turirimbane
N'abera bo mw ijuru, ,
Nah' ar‘ indim' ibihumbi,
Banezerwa kumwe.

2. Bat' Umukiz' abereye
Guhabg' icubahiro,
Natwe tut' Arakubahwa,
Yaradupfiriye!

3. Yes' abereye guhabga
Ubushobozi bginshi
N'ubutunzi n'umugisha
N'ubgenge n' ishimwe

4. Ivyo mw ijuru no mw isi
Mwe n' ibir' ikuzimu,
Ni mukoranire hamwe
Gutazira Yesu.

5. Yemw' ivyaremwe, ja hamwe
Mushim' izina ryera
Ry' lyivyagiye ku ntebe,
N irya wa Mwagazi

## 22 *Come thou Almighty King G.B. 618; T.H. 235*

1. Ngwino Mana nkuru,
Udufashe none
Kugushima:
Data n'uhimbazwe,
Uri n' ubuganji
Ngwin' utuganz' ubu,
Mana nkuru.

2. Ngwino Jambo wayo,
We nkot' isogota,
Yesu Kristo:
Mu gusenga kwacu
Uduh' umugisha,
Duhe kukwumvira,
Jambo ryera.

3. Ngwino Mpwemu Yera,
We Mufasha wacu,
Manuk' ubu;
Ganzish' inkomezi
Imitima yacu,
Ntunsige nk'impfuvyi,
Mpwemu Yera.

4. Butat' Iman' imwe,
Turaguhimbaza,
Tudasiba:
Duhe kuzoshika
I wawe mw ijuru,
Tukubone Mana
Y'Ubutatu

## 23 r **Fairest Lord Jesus. M. S.**

1. Yesu n' Umwami w'amoko yose,
Aruta bose ku bukuru,
Turamukunda turamushima
Kw akesh' imitima yacu.

2. Izuba ni ryiza bo n' ukwezi,
N' inyenyeri na zo ni nziza,
Ariko Yes' abirush' ubgiza:
Umuco wacu ni Yesu.

3. Yesu n'akundwe n'abantu bose.
Aradusengera ku Mana,
Turamwinginga ngw atuzigame
Kugez' aho tuzopfira.

## 24

***Joy in my heart. T. H. 336***

1.Nshima nshima nshima nshim' Imana
mu mutima,
Mu mutima, Mu mutima,
Nshima nshima nshima nshim'Imana
mu mutima.
Mu mutima wanje.

2. Nta rubanza nta ruhanza nciriweko
na mba,
Mu mutima. Mu mutima,
Nta rubanza nta rubanza nciriweko
na mba,
Mu mutima wanje.

3. Mfis' amahor‘ arut' uko yomenywa
mu mutima,
Mu mutima. Mu mutima,
Mfis' amahor' arut' uko yomenywa mu mutima.
Mu mutima wanje.

## 25 r

***How good is the God we adore. G. B. 280***

l. Emw' Imana yacu ni nziza,
N’incut' itaziger' ihinduka,
Urukundo rwayo ni rwinshi,
Kandi nta kagero rugira!

2. Ni wewe Ntango n' Iherero,
Mpwemu waw' atuzigame Yesu,
Turagushimir' ivyabaye,
Tukwizigiyekw ibizoba.

## 26 r

***Tune G.B. 253***

l.Mana Rurema, ndagushima,
Wabonetse muri Yesu:
Urukundo rwawe ni rwinshi
Wadukunze twebge twese:
Mana, watanz' uwawe Mwana,
Ngw adukirish’ amaraso yiwe.

2. Ndaguhimbaza Mwami Yesu,
Ko wangiriy' imbabazi.
Kandi wampfiriye ku giti,
Unkurakw ivyaha vyanje;
Muvunnyi wanje ndagushima,
Nguhay' umutima wanje wose.

3.Wasiz' ubgiza bgawe bgose
War' ufis' ah' Iman' iri:
Ub' Intama y' Imana yacu,
Ikur' ivyaha vy 'abantu.
Mukiza wanje, ngukundira
Imyenda wanyishuriye yose.

4. Kand' iyo niyumviriy' urwo
Rukundo, rurantangaza,
Uko nagiriw' imbabazi
N'ugupfa kw'Umwami Yesu
Yesu, reka ngukunde cane,
Imisi yose ndagushimishe.

## 27 r

***Precious Saviour. M . S.***

1. Mutabazi wacu Yesu,
Twese tuguhimbaze,
Ni wewe wadupfiriye,
Yesu Mwana w' Intama.

*Tumushime, tumushime,*
*Icubahiro kibe*
*lc' Umwana w’intama*
*Dushim' izina ryiwe.*

2.Twar' imbohe za Satani,
Twari mu mubabaro,
Yatuboheshej' ingoyi,
Yes' aratubohora.
3. Tuguh' imibiri yacu
N' imitima n' ubgenge:
Kand' ivyo dufise vyose
Bib' ivyawe Mukiza.

4. Ibiduha kukwizera
Cane n'uk' ushobora
Kuzigam' abo wogeje
Ukabakiz' ivyaha.

## 28 r *The Great Physician. T.H. 145*

1.Muganga mwiza ni Kristo,
Ni we Mukunzi wucu,
Ni w' avyur' abahenutse,
Ni wumv' ijwi rya Yesu.

*Indiirimbo z' Imana*
*Ijwi ni nk' irya kern,*
*Natwe ni turirimbe*
*Yesu, Yesu. Y'esu*

2. Icaha cawe cakuwe,
Ni wumv' ijwi rya Yesu,
Azokujana ku Mana
Kunezeranwa na we.

3.zina rya Yesu Kristo
Ni ryo rikuru rwose,
Dushim' uwo Mutabazi
Imyaka yacu yose.

# GUSENGA

## 29 r *Jesus stand among us. M.S*

1. Uduhagarare
Hagati Mukiza,
Iki gihe cacu
Co guseng' uceze.

2. Yesu, tugisenga
Suka Mpwemu Yera
Mu mitima yacu,
Atubgir' ivyawe.

3.Kuza kwiwe kwera
Kutumar' ubgoba,
N' amaganya yose.
Tube mu mahoro.

4. Maze dukomeze
Kugend' urugendo
Rwawe,Yesu wacu,
Dufis' intege nsha.

5.Turi mu rugendo
Twese turorere
Kugaruka kwawe
Yesu, turi maso

## 30 r *Jesus Lover of my soul. T.H 303*

1.Yesu, Mukunzi wanje,
Mpa kuguhungirako
lyo Satan' anteye
N’ ivy' isi bikanyosha,
Umpishe Mukiza we,
Ba bansi ntibamfate,
Umber’ ubuhungiro,
Ni napf’uz' unyakire.

2.Nta bundi buhungiro,
Mwam' unyirokorere,
Ntunsige na gatoya,
Arik' umpumurize:
Nkwizigiye wenyene,
Ndemeshwa nawe gusa.
Undindishe Satani
Ubushobozi bgawe.

3.Ur' umunyembabazi
Zitarangira Yesu;
Usindagiz' urushe,
N' urway' uramukiza;
Urera bihebuje,
Nta ho ngutunganiye,
Ndi mubi bishimitse,
Weh' uragororotse.

4. Yesu, ni wewe soko
Y'amazi y'ubugingo,
Reka nkunyweko cane,
Undudubiz' imbere:
Nuk’umutima wanje
Wam' ukwuzuye rwosc.
Amazi y' iyo soko
Abe mensh' adakama

## 31 r *Lord I hear of showers blessing. G.B. 259(1)*

1. Murokoz’ uh' imbabazi
Umutim' ukugomba,
Ubgiza bgazo n'ubgera
Binzemw'imisi yose.
*Kurije, kurije!*
*Binzemw' imisi yose*.

2. Data mwiza, Mana yera,
Mpora ngucumurako.
Mfis' ivyaha, ndirabuye,
Ungirir' imbabazi.
*Mparira, mparira!*

*Ungirir' imbabazi.*

3.Mukiza, Munyakigongwe,
Ndakwihambiriyeko.
Mfis' inzara, mfis' inyota,
Ndakwinginz' unyitabe.
*Nyitaba, nyitaba!*
*Ndakwinginz' unyitabe.*

4. Mpwemu Yer' ump' umutima
Wizigiy' Umukiza.
Yes' unyoze mu maraso,
Unyuhagir' ivyaha.
*Unyoze, unyoze!*
*Unyuhagir'ivyaha*.

5. Data, wemeye k'Umwana
Waw' ampfira ngw ankize,
Na Mpwemu kw amp' inkomezi,
We Mana yer' unkize.
*Unkize, unkize*
*We Mana yer'unkize.*

## 32 r *There shall be showers of blessing. G.B. 70; T.H. 208*

1. Mwam' utuvubir' imvura,
Nk' uko wasezeranye,
Mu mitima twumva twumye,
Utubogoz' imvura.

*Utuvubir' imvura,*
*Imvura y'umugisha,*
*Turarons' urunyanyaga,*
*Uduh' iy' umuvuvu.*

2. Mwam' utuvubir' imvura,
Yoduhembura rwose,
Mu matw' irikw irasuma,
Non' uyidushitseko.

3. Mwam' utuvubir' imvura,
Iducuncubukeko;
Tuje kuraba rya rindi
Wadusezeranira.

4. Mwam' utuvubir' imvura:
Icomp' igashirako,
Ubu tugisenga Mana,
Tukigutakambira

## 33 r *Channels only. G.B. 421*

1.Ndagushimiye Mukiza
Urukundo wankunze,
Wankijij' ukampindura
Umuvo w'ubugingo.

*Mb' umugende gusa Yesu,*
*Wuzuy' ubushobozi,*
*Unkuremw' icobubuza*
*Gutemba muri jewe.*

2. Mb' umugend' ujan' amazi
Mu mitim' igadutse,
Ibone kunyw' agakiza
K'ubutumwa bg'ineza.

3. Mb' umubindi wawe Mwami,
Uwiyunyugurize,
Maz' unyejej' unsukemwo
Mpwemu w'ubushobozi.

4. Mpa kugushingir' intahe
Y'ingene wankijije,
Wanyiguze ngo mb' uwawe,
Non' unyuzure rwose.

5. Yesu, suka Mpwemu wawe
Mu mitim' ikwihaye
Ngw izan' inzuzi z'amazi
Ahahiy' uburimbi.

## 34 r *Let me come closer to Thee G.B. 375 (1)*

1. Ndushirize kukwegera Yesu,
Simbe kure yawe,
Nkwishimikizeko Yesu wanje,
Ungendeshe neza.

2. Nerekan' icubahiro cawe
Mu vyo nkora vyose,
Sinkagir' uwo nkorera Mwami
Yes' atari wewe.

3. Umpe gucik' isoko y'ivyiza
Itemb' idakama,
Akanwa kanje ntikarambirwe
Kuvug' agakiza.

4. Mukiz' ivyo mfitiy' imigabo
N'umutima wanje,
Uvyigandurire bib' ivyawe,
Nyemeza k'unganza.

5. Ni wewe mutsima w'ubugingo
N' amaz' abuzana,
Iyo nishwe n' inzara n' inyota,
Urampaza Yesu.

6. Ni wew' ummar' ubukene bgose
Buri mu mutima,
Ni nashik' iwawe Yesu wanje,
Sinzoba ngikena.

## 35 r *Nearer my God TO Thee. T.H. 311*

1. Nkuyoboke Mwami, nkuyoboke,
Naho noba mbambge ku musaraba,
Noharirimbira: Nkuyoboke Mwami,
Nkuyoboke Mwami ni nkube hafi.

2. Nkuyoboke Mwami, nkuyoboke,
Mu marushwa yose wam'undemesha.
Ni nagwa mu vyago, umpe kwihangana;
Nkuyoboke Mwami, ni nkube hafi.

3. Nkuyoboke Mwami, nkuyoboke.
Uhor' untabara name nkwizera,
Umwans' iy'anteye uz'undwanirire,
Nkuyoboke Mwami, ni nkube hafi.

4. Nkuyoboke Mwami, nkuyoboke,
Wakinguy'ijuru; nyobor' ah' uri.
Yewe ngenzi, rema, urimugukira!
Nkuyoboke Mwami, ni nkube hafi.

## 36 r *Pass me not. G.B 243; T.H. 85*

1. Ntundengane Mukizà we,
Wumv' uko nganya,
Ah' ugendera mu bandi,
Nanje ntunsige.

*Yesu Mukiza,*
*Wumv' uko nganya.*
*Ah' ugendera mu bandi,*
*Nanje ntunsige.*

2. Mpa kweger' intebe yawe
Mpabg' imbabazi,
Ngupfukamiye mbabaye,
Mpa kukwizera.

3. Nta wundi nokwizigira,
Ni wewe ngomba,
Mvur' ibikomere vyanje,
Kand' umparire.

4. Ur' isoko y'amahoro,
Nyen' ubugingo,
Singir' uwundi nambaza
Atari wewe.

## 37 r *I need Thee every hour T.H. 267 G.B. 382*

1.Ni twigumanire
Mwami mwiza cane,
Ijwi ryawe ryiza
Rizan' amahoro.

*Twaman' imisi yose,*
*Yesu, ndakugomba,*
*Mukiza, n' amahirwe*
*Ni twagumana.*

2. Ni twigumanire
Nyen' ubushobozi;
Ntsind' amosha mabi
Iyo turi kumwe.
3. Ni twigumanire,
Ngany'utari hano:
Ngwin' ubu tubane,
Mbone gutungana.

4. Ni twigumanire,
Nyigish' ivy' ugomba,
Imihango mibi
yos' uyinkureko.

5. Ni twigumanire
Mwami w'imbabazi,
Nyobora mb'uwawe,
Wewe munyehirwe.

## 38 r *Search me o God G.B. 397*

1. Mukiza, nsesa ng'umenye
Ivyo nkora vyose,
Werekan' uko ndi kwose,
Ntifat'uko ntari.

2. Ses' uyu mutima wanje,
Ni wew' ushobora

Kugaragaz' ivyikinze
I bgina muri wo.

3. Umurik‘ ahatabona,
Ah' inzigo yimye,
Ump' umutim' ukangutse,
Uzinukw' icaha.

4. Menya n' ivyo niyumvira
N' imigabo yanje,
N' ibimbamwo binyanduza
Ivyo njakariye.

5. Mvugutira kand' uncure,
Inkamba zimvemwo,
Umpindur' icuma cawe
Uhor' ukoresha.

6. None nkwikubis' imbere,
Mpishurira rwose
Yukw‘Iman' ar' urukundo
Rubuz'akagero.

## 39 ***White than snow. T.H. 168***

1. Mukiza, ndagomba gukizwa rwose,
Ndakwinginz' uze mu mutima wanje,
Uhindire hanz' ibikwanka vyose,
Unyuhagire mbone kwera rwose.

*Nere derere, nere rwose,*
*Unyuhagire mbone kwera rwose.*

2.Mukiz' undabish' urukundo rwawe
Umfashe kuguheber' umutima,
Ndakwihaye rwose, ndakwihebeye,
Unyuhagire mbone kwera rwose.

3. Mukiza, ni co ndorereye gusa,
Ndapfukamy' imbere y' inyundo zawe,
Amaraso yawe ni yo nizeye:
Unyuhagire mbone kwera rwose.

4. Mukiza, ndi hano mu nyonga zawe,
Yesu, ng' undememw' umutima musha,
Nta ho wohind' abaza kuri wewe:
Unyuhagire mbone kwera rwose

## 40 r ***My Faith looks upto Thee G.B. 350. T.H. 275***

1. Nizigiy’Imana, N'Umwana w’Intama
Yampfiriye; none ndamusaba
Ngw anyoz' umutima,
Maz'ac'anyakira, ncik’umwana.

2. Ndakwinginga wewe, Yesu Mukiza we,
Ntabara se; Ndashak' urukundo,
Kandi n' umugisha,
Ngomba wa muco, wake muri je.

3. Ibi birangoye, Numva bimbabaje.
Ndiganyira; None Yesu wanje,
N' ubinkize vyose,
Ngende nnezerew’ imyaka yose.

## 41 r ***O Jesus I have Promised tune G.B. 47***

1. Nasezeranije guhora
Ngukurikira Yesu,
Imisi yos' umpore hafi
Mukiza wanje mwiza.
Sinzokwigera ntiny' intambara,
Wew' umpagaze hafi,
Sinosbobora kuzimira
Ni wahor' unyobora.

2. Ndagomba kukwumv' umba hafi,
Kukw ivy' isi binsuka,
Amajwi yavyo numv' ageza
Kungwisha ngo nkuveko.
Ababisha babi bankikije
Bar’inyuma n' imbere,
Ariko Yes’ ubatangire,
Undind' ibicumuro.

3. Ijwi ryawe ryiza Mukiza,
Rindutir' ayo yose,
Unyongorere mu mutima,
Sinkumvir' ibinsuka.
Wam' umvugira hafi ngo ndeme,
Umbarir' ivy‘ ugomba,
Uvuge nanje nzokwumvira
Mukiza nizigira.

4. Mukiza, wasezeranije
Abagukurikira
Yuko bose bazoj' i wawe,
Bagahorana nawe.
Kandi nanje nasezeranije
Guhora ngukorera;

Mfashish' ubushobozi bgawe
Databuja, Mukunzi.

5. Kand' umpe kuger' ikirenge
Mu c'i wawe Ndongozi,
Nta bundi bushobozi Yesu,
Nizey' atar’ ubgawe.
Hor' undongor' unjana Mukiza.
Ugez' aho nzopfira,
Maz' uz' unyakire mw ijuru
Mukunzi wankijije.

## 42 r *Mon Sauveur je voudrais être M.S.*

1. Mwami wanje, ngomba kuba
Uwakijijwe nawe;
Nakishwe nawe Mukiza,
Kuk' ur' umuco wanje.
Mu kubaho kwanje numve
Urukundo rw' ukuri,
No mu mwiza wo mw ijoro
Ngushirek' umutima.

2. Mwami wanje ngomba kuba
Umuco wama waka
Mu nzira y'umuzimiza,
Ndongor’ abaz' i wawe.
Name mmurikir’ abantu
Bakiri kure cane.
Ndekeshwe gukekeranya
N'ukwizigira kwiza.

3. Mwami wanje, ngomba kuba
Umwigisha w'ivyawe,
Mvuge hose Databuja,
Yuko watubambiwc;
Abari mu rupfu rubi
Mbabgir' ikibakiza,
Nze ndemesh' abababaye,
Nereke bos' Umwami.

## 43 *Lord I want to be a Christian. M.S.*

1. Ngomba ko nob' Umukristo
Mu mutima, mu mutima,
Ngomba ko nob' Umukristo
Mu mutima,
Mu mutima, mu mutima,
Ngomba ko nob' Umukristo Mu mutima.

2. Ngomba yuko nkund' abandi
Mu mutima, mu mutima,
Ngomba yuko nkund' abandi
Mu mutima,
Mu mutima, mu mutima,
Ngomba yuko nkund' abandi
Mu mutima.

3. Singomba kuba nka Yuda
Mu mutima, mu mutima,
Singomba kuba nka Yuda
Mu mutima,
Mu mutima, mu mutima,
Singomba kuba nka Yuda Mu mutima.

4. Ngomba yuko mba nka Yesu
Mu mutima, mu mutima,
Ngomba yuko mba nka Yesu
Mu mutima,
Mu mutima, mu mutima,
Ngomba yuko mba nka Yesu
Mu mutima.

5. Numva ngomba Mpwemu Yera
Mu mutima, mu mutima,
Numva ngomba Mpwemu Yera
Mu mutima,
Mu mutima, mu mutima,
Numva ngomba Mpwemu Yera
Mu mutima.

## 44 **M.S. or G.B. 687**

1.Yesu, turakugomba,
Non' utwegere nawe,
Dufashe tugendere
Mu nzira y' urukiza.

2. Ububi bgacu bgose,
N' ivyaha twita bito,
Mwam' ubiduharire,
Kubg' amaraso yawe.

3. Utujane mu nzira,
Udufate ntitugwe,
Twige kugukorera :
Tuze dushik‘iy' uri.

## 45 r *I Must have the Saviour with me. G.B. 343*

1. Ndakugomba Mukiza we.
Nta ho mbasha kwijana,
Nifuza k' umpora hafi,
Ukaj' urankomeza.

*Sinzogir' ico ntinya,*
*Yesu, njan' ah' ugombo,*
*Nta ho nzogenda ngimira,*
*Ngukurikir' ah' uja.*

2. Ndakugomba Mukiza we,
Ndiyoroheje cane,
Ni wewe gus'undemesha,
Nta wundi mbizigako.

3. Ndakugomba Mukiza we,
Aho ndi mur' iyi si:
Mw isegenya no ku zuba,
Mu vyago no mu vyiza.

4. Ndakugomba Mukiza we,
Undongore mu nzira,
Nshitsa kuri Yorodani,
Utek' urunjabutse.

*Sinzogir' ico ntinya,*
*Yesu njan' ah' ugomba,*
*Ntaho nzogenda ngimira,*
*Ngukurikir' ah' uja.*

## 46 r *Guide me, O thou great Jehovah. M.S. or T.H.11*

1. Undongore, Mukiz' Uhoraho,
Nd' umwambukira mw isi;
Jeho nd' umunyantege nke rwose,
Wew' ur' uw' ubushobozi.
Mutabazi, Mutabazi,
Uz' umber' inkomezi,
Uz' umber' inkomezi nyinshi.

2. Mwam' undudubirizemw' isoko
Y'amazi y'agakiza,
Undongoz' igicu n' umuriro
Mu nzir' injana mw ijuru.
We mutsima, we mutsima,
Mpa guhaga nkuriye,
Mpa guhaga Yesu, nkuriye.

3. Maz' aho nzoshikira ku nkombe
Ya rwa ruzi rw' urupfu,
Mukiz' uz' uhez' ummar' ubgoba,
Unjabutse nze mw ijuru.
Nzogushima, nzogushima,
Ngutazire na ntaryo,
Ngutazire Yesu, na ntaryo.

## 47 *I Must tell Jesus T.H. 72*

1. Nzama nganyira Yes' ibingoye,
Sinzovyihererana nd' umwe,
Mmutakambiye yoc' antabara
Kukw ankunda, nd' umwana wiwe.

*Nzama nganyira Yes' ibingoye,*
*Sinzovyihererana nd' umwe,*
*Nzama nganyira Yes' ibingoye,*
*Simfis' uwundi Mutabazi.*

2. Nzama nganyira Yes' ibindusha,
Ni we Mugenz' arut' abandi,
Mbimwiganiye yoc' abinkiza,
Azondemesha mu mutima.

3. Ndi n'ibindwanya bingerageza,
Ariko mfise n' Umukiza,
Ivyahora bimbabaza kera,
Vyose nabiremetse Yesu.

4. Is' irageza kunyosha nabi,
Satan' akaz' agir' ansuke,
Ariko ntakambiy' Umukiza,
Ampa kunesha nkabitsinda

## 48 r *Standing in the need of prayer. M.S.*

*Ni je, ni je gusa*
*Bikwiye ko nsengenva,*
*Ni je, ni je gusa*
*Bikwiye ko nsengerwa.*

1. Si na data si na marna, ni jewe gusa
Bikwiye ko nsengerwa,
Si na data si na marna, ni jewe gusa
Bikwiye ko nsengerwa.

2. Kandi si na mwene mama, ni jewe gusa
Bikwiye ko nsengerwa,
Eka si na mwene mama, ni jewe gusa
Bikwiye ko nsengerwa.

3. Kandi s'abo mu muryango, ni jewe gusa
Bikwiye ko nsengerwa,
Eka s'abo mu muryango, ni jewe gusa

Bikwiye ko nsengerwa.

4. Kandi s'abo tuzinanyi, ni jewe gusa
Bikwiye ko nsengerwa,
Eka s'abo tuzinanyi, ni jewe gusa
Bikwiye ko nsengerwa.

## 49 r *Sweet Hour of Prayer. T.H. 77*

1.Ugusenga. ugusenga
Kuramfash' ibihe vyose,
Kunshikana kuri Data,
Akankiza mu bingoye.
Kandi Satan' iy' anteye
Akansuk' uburyo bgose,
Ibihetangabo kenshi,
Ugusenga kuramfasha.

2. Wa gusenga, wa gusenga,
Amababa yaw' ajana
Ivyo nsaba kuri Data,
Yiteze kump' umugisha.
Kw ari we nzigak' ubuntu,
Sinzoreka kumusenga,
Nzomukorer' amaganya:
Ntazokwanka kunduhura.

3. Kand' igihe kizoshika
Mbon' ibiri kure vyose,
Vy’ igihugu citereye
Hariy' i wacu mw ijuru.
Ni ho nzoca nterurirwa,
Njanwe n'abamarayika,
Ndirimban' umunezero:
Nt' Ugusenga ni gukuru.

## 50 *Don’t stop Praying. T.H.69*

1. Ntugasigeho gusenga,
Yesu ntari kure yawe:
Azoshits' ivyo yemeye,
Ni waseng' azokwishura.

2. Ntugasigeho gusenga,
Umwam' agutez' amatwi ;
Naho wosaba ka nta co
Ntiyoruh' agukengera.

3. Ntugasigeho gusenga
Iy' ushitse mu nyosha mbi;
Ko Yesu yageragejwe,
Ashobora kugufasha.

4. Ntugasigeho gusenga
Iy' ushitse mu magorwa,
Kukw ata kimuzimira,
Azobiroranya vyose.

5. Ntugasigeho gusenga,
Naho wosenyukirwako
N'amarushwa bo n'ivyago,
Bikurwaho n' ukwizera.

# GUHAMAGARA

## 51 r *Come to the Saviour. G.B. 221.*

1. Muze ku Mukiz' abakunda,
Muze ntimuteb' arabakiza,
Yes' aragomba ko mukira,
Muze vuba mwese.

*Tumubonye tuzonezerwa,*
*Ni twakoranira kwa Yesu,*
*Turons' imitim’ itanduye,*
*Tubanye mw ijuru.*

2. Ni muze bana, murenguke,
Kukw agomba kubah' amahoro,
Ni mumuh'imitima yanyu,
Muyimuhe vuba.

3. Igihe gihava kirenga,
Ntituz' umusi w'urupfu rwacu,
Muz' igihe kitarashira,
Mumwakire vuba

## 52 *Come to Jesus just now. M.S.*

1. Uze kwa Yes' ubu, uze kwa Yes'ubu,
Ubu nyene, ubu nyene, uze kwa Yes'ubu.

2. Ac' agukiz' ubu, ac' agukiz' ubu,
Ubu nyene, ubu nyene, ac'agukiz' ubu.

3. Wizere Yes' ubu, wizere Yes' ubu,
Ubu nyene, ubu nyene, wizere Yes' ubu.

4. Arakugomb' ubu, arakugomb'ubu,
Ubu nyene, ubu nyene, arakugomb'ubu.

5. Ac' akwakir' ubu, ac' akwakir' ubu,
Ubu nyene, ubu nyene, ac'akwakir'ubu.

6.Umutabaz' ubu,  umutabaz' ubu,
Ubu nyene, ubu nyene, umutabaz' ubu.

7. Ac'akwishur'ubu, ac'akwishur'ubu,
Ubu nyene, ubu nyene, ac'akwishur'ubu.

8. Urabe Yes' ubu, urabe Yes' ubu,
Ubu nyene ubu nyene, urabe Yes' ubu.

9. Aguharir' ubu, aguharir' ubu,
Ubu nyene, ubu nyene, aguharir' ubu.

10. Nturuh' umwankira, Nturuh' umwankira
Nta na gato, nta na gato, Nturuh'Umwankira

11. Pfa kumwizer'ubu, Pfa kumwizer 'ubu,
Ubu nyene, ubu nyene, Pfa kumwizer'ubu.

12. Haleluya Ameni, Haleluya Ameni,
Haleluya, Haleluya, Haleluya Ameni.

## 53 r *Come unto Me ye weary Tune. G.B. 655. T.H. 332*

1. Muze mwes' aho Yes' ari,
Arabaruhura;
Ni muvyumve, abarushe,
Yasezerany' artyo.
Afis' ubushobozi,
Atang' umugisha.
Ni w' atang' ubugingo
Butazoshira.

2. Muze mwes' aho Yes' ari,
Arabarongora;
Ni muvyumve, abahavye,
Yasezerany' artyo.
Kand' ubabara wese,
Agahush' inzira.
Yumvire Yesu vuba
Aranezerwa.

3. Muze mwes' aho Yes' ari,
Arabakomeza;
Mumwumv' abanyantege nke,
Yes' abaremeshe.
Satan' arwana cane,
Yam' abosha nabi;
Ntimumutinye, kuko
Yes' amuruta.

4. Kand' uwoz' aho Yes’ ari
Ntazomwirukana;
Nuko ntimukekeranye.
Mwumve, munezerwe.
Akund' abanyavyaha
Urukundo rwinshi,
Arabahamagara
Ngo baz’ ah' ari.

## 54 r *Only trust Him. G.B. 197. T.H. 281*

1. Yemwe mwes' abananiwe,
Abaremerewe,
Ni muze kuri Kristo,
Arabaruhura.

*Mumwizere, mumwizere,*
*Mwizere  Yesu:*
*Aravuna arakiza*
*Ibibi vyacu.*

2. Yatanz' ubugingo bgiwe
Ngw adukiz' ivyaha,
Yavuy' amaraso yiwe,
Atwoza derere.

3. Ni we ni w' aturoresha
Mu nzira y' Imana,
Mubanguke kumwizera,
Mumukurikire.

4. Muze, muze mukorane
Mw ishengero ryiwe;
Nuko muzomushimira
Mw ijuru kuri we.

## 55 r *Jesus calls us.Tune G.B. 434 or T.H. 279*

1. Yes' araduhamagara
Kurek' ivyaha vyose,
 Atubgir' imisi yose
Ngo tumukurikire.

2. Tumere nka ba barovyi
Bumvis' ivyo yavuze,
Bagaca basig' ivyabo,
Bakamukurikira.

3. Atubuza kwifuz' ivyo
Mw isi n' icubahiro,
Azoduh' ibiduhaza,
Ni twamukurikira.

4. Naho twoba duhimbawe,
canke turi mu vyago,
Yes' araduhamagara
Ngo tumukurikire.

5. Yes' araduhamagara
Ngo tumugendanire,
Tumukunde tumusenge,
Kugeza ku guhwera.

## 56 r *Lo a Loving Frein dis waiting. G.B. 234*

1. Yes' arakurorereye,
Aragukunda;
Araguhamagar' ati
Ngwino hano.

2. Umvir' amagambo meza
Akubgir' ati
Nabambiwe kugira ngo
Ngucungure.

3. Imbabazi zanje nziza
Uzankir' iki?
Ntiwonyizer' ukakira
Agakiza?

4. Mbe ntumaz' imyaka myinshi
Uri mu vyaha,
Ujakariye Satani:
Nturambiwe?

5. None reka nkubohore,
Naw' unyizere,
Uz' aho nd' unezerewe
Ub' uwanje.

6. Yesu yamy' akubgir' ayo
Majambo meza,
Umve yongera kwinginga,
Womwank' ute?

7. Ntutebe, kukw ijwi ryiwe
Ryoca rihora;
Ubu n' igihe cemerwa,
Emer' ubu.

8. Mwami Yesu, singitevye,
Ehe nditavye:
Kub' umugurano wawe
Ni co nkunze.

## 57 r *Come, Sinner, Come. T.H. 261*

1. Yes' araguhamagara:
Ngwino mugorwa,
Ubu tukigusengera,
Ngwino mugorwa,
Ubu n' igihe gikwiye:
Ngwino mugorwa,
Ngwin' umwemer' uyu musi:
Ngwino mugorwa.

2. Namba wumv' uremerewe,
Ngwino mugorwa,
Yes' akuruhure none,
Ntiyoguhenda mugenzi,
Ngwino mugorwa,
Yes' arakwakira none:
Ngwino mugorwa.

3. Yes' arakwinginga kuza:
Ngwino mugorwa,
Ngw aguh' umugisha mwinshi:
Ngwino mugorwa,
Yes' araguhamagara,
Ngwino mugorwa,
Ubu tukigusengera,
Ngwino mugorwa

## 58 r *Le Maître est là qui t'appelle. M.S.*

1. Renguk'urahamagawe
Itaba munyavyaha,
Wumvir' ijwi rya Shobuja
Ni we Mukiza wawe.

*Gend' ubu, gend' ubu,*
*Renguk' imbere yiwe.*

2. Mbeg' aho yarorereye.
Ntiwomwitaba vuba?
Kera wamany' akagayo,
None kund' urenguke.

3. Nyaruk' arakugirira
Imbabazi n' ubuntu,
Kand' araguh' amahoro,
N' ubugingo n' ubgami.

4. Ikiganza ciza cose
Azokikugirira,
Hindukir' urazimiye,
Reka gutebagana.

5. Shobuj' aho yanamiye
Mbe ntiwoj' umwanura?
Ukabon' utebaganye
Usanga yivumbuye.

## 59 r *Rose of Sharon. M.S.*

1. Uraremerewe ku mutima?
Har' ivyaha wanyegejeho?
Uratiny' umusi Yes' azoza,
Kubajan' abiwe mw ijuru?

*Yesu ni we Mukiza wacu*
*Yodukur' ivyaha vyacu,*
*Urukundo rwa Yesu nyene*
*Rwaj' aha kuri twebge twese.*

2. Mbe har' ishavu n' ubgob' ugira?
Uragaya bagenzi bawe?
Iy'ubonye vyose bikugoye,
N' ub' ugend' utabaze Yesu.

3. Ubukene buri mu mutima,
Kandi nta kinezer' ufise,
Ur' impfuvyi mugir' ukurinda,
Nta rukund' ukibonekako.

4. Iyumvire nez' ingen' umeze,
Bandany' uje kwinginga Yesu,
Musab' akugirir' ikigongwe,
Akureh' ivyaha wakoze.

5. Noneho rer' umuco waraje,
Ivyaha bija mu maraso,
Urukundo rwuzuy' umutima,
Harashits' amahoro menshi.

## 60 r *Seigneur que Ton règne adorable. Tune G.B. 333 (without cho.)*

1. Wa mutim' urira, uze kwa Yesu;
Amarushwa yawe uyamubgire.
Mubgire buhoro ibikuriza,
Ntac'ugir' ubgoba, woye kurira.

2. Bgira vyose Yesu, kw ar'umukunzi,
Ibikubabaza ngw akuremeshe,
Akund' imitima y' abababaye.
Wizer' umukiza, woye kurira

3. Abaremerewe n' ivyaha vyabo,
Babgire kw Imana ibaruhura,
Ubereke Yesu, ni we Mukiza,
Ashobora vyose, boye kurira

## 61 r *L'Esprit parle O frère. M.S. or G.B. 65 (witout chorus).*

1. Mpwem' arakubgira, wumv' ijwi ryiwe,
Ut' ubgoro bgawe, raba ku giti.
Mpwem' arakugomba, nta c'umwankira,
Wari wacumuye, ngwino kwa Yesu.

*Uhoraho abazigame,*
*Abarabe neza imisi yose;*
*Abamurikishiriz' umuco wera,*
*Namwe mumwizere ntimutenzure.*

2. Ngwahan' ico nguha, uze ntutinye,
Akir' ukunesha, waracunguwe.
Mpwem' arakwinginga, ntumubabaze,
Indirimbo yaw' ishikire Yesu.

3. Mu mutima wawe were derere;
Ub' urusengero rw' Imana yera.
Mpwem' arakwongera kwizera kwinshi,
Agukomereze gukund' Imana.

## 62 r *Whosoever will. G. B. 228. T.H. 196.*

1. Ugomba wese n'aze kwa Yesu!
N'ubutumwa bgiza, buvugwe hose,
Ni mukwiz'ayo makuru mu bantu:
Ugomba wese n'aze!

*Ugomba n' aze, ugomba n'aze,*
*Ni mubimenyeshe bose bo mw isi,*
*N' Umuvyey' ahamagar' aban' ati*
*Ugomba wese n' aze.*

2. Ugomba wese n'aze ntatebe,
Ni yinjire vuba hacuguruye,
KukoYes' ar'irembo ry'ubugingo:
Ugomba wese n'aze!

3. Ugomba wese n'aze kwa Yesu,
Har' isezerano ritazovaho
Yuk' uwoza wes' atazomuhinda:
Ugomba wese n'aze!

## 63 r *Christ receiveth sinful men. G.B 192. T.H. 39*

1. Yemwe banyavyaha mwe,
Mwumv' ijambo ry' ubuntu:
Naho mwahavye rwose,
Krist' ac' abakir' Ubu.

*Muririmbe munezerewe*
*Krist' arakund' abanyavyaha,*
*Vug' ubutumwa bose bumve,*
*Kukw abab' abakir a.*

2. Ni muz' abaruhure,
Mwizer' uwo Mukiza,
Naho mwanduye rwose,
Kukw abab' abakira.

3. Ub' umutima wanje
Ntukincir' urubanza,
Uwanyejeje rwose
Yampfiriye ngo nkire.

4. Krist' arakir' ababi
Naho boba ruhebga,
None nogejw' ivyaha,
Nzi ko nzoja mw'ijuru.

## 64 r *I Love Him. T.H.31*

1. Ni wumvire rwa rukundo rwa Yesu,
Ni wemere ca kigongwe c' Imana,
Ni wakire ca kinezcro ciwe,
Ivyo vyazanywe kw isi n'umusaraba.

*Akir' urukundo rwose rwa Yesu nyene*
*Twagiriwe na Yesu ku musaraba.*

2. Umugisha wose w' Imana nyene
Yawuhaye twebg' abo kw isi
Ni twakit' ivyiza vy'Imana vyose:
Ivyo vyazanywe kw isi n'umusaraba.

3. Ndamukunda Yes' Umukunzi wacu,
Ndamushima yuko yadutabaye,
Umutima mwiza yarawumpaye,
Ni we yanyitangiye ku musaraba.

## 65 r *Let Jesus come into your heart. T.H.89.*

1 . Namba wumv' urambiwe n' ivyaha,
Injiza Yesu mu mutima,
Ni wab' ugomb' ubugingo busha,
Umwinjize mu mutima.

*Shir' amazinda none,*
*Wemere Yesu none,*
*Umwugururir ' ubu:*
*Umwinjize mu mutima.*

2. Ni wab' ugomba kwera derere,
Injiza Yesu mu mutima.
Kukw ari we soko y' ubugingo:
Umwinjize mu mutima.

3. Namba wiyumvamw' isanduruma,
Injiza Yesu mu mutima,
Ni w' ashobora kuyihwamika,
Umwinjize mu mutima.

4. Namb' ugomba kuj' iyo mw ijuru,
Injiza Yesu mu mutima,
Namb' ugomba kuja muri za nzu,
Umwinjize mu mutima.

## 66 r *Yet there is room Tune; G.B. 324*

1. Mu ngoro haracar' icicaro,
Naw' urahamagawe ng'ujeyo,
Abandi bagutanze kwinjira,
Arikw'ahawe haracariho.

*Ihute winjire, ihute winjire,*
*Ihute winjire bigikunze.*

2. Ihute ko hatarugarira,
Shika mu rug' ugifis' uburyo,
Injir'injira mu mazimano,
Usangir' ivy' urukundo natwe.

3. Umv' uhamagara yasaraye,
Nyaruka, n'iki kigutebeje?
Buhava bgira, wugariranwe,
Imyany' izoba yuzuy' abandi.

*Wob' ucikiriwe, wob'ucikiriwe,*
*Wob' ucikiriwe bugariye.*

## 67 r *O Jesus thou art standing. M.S.*

1.Uhagaze Mukiza,
Ku rugi rwugaye,
Urorereye yuko
Bakwugururira.
Ariko bene Data,
S'ivy' isoni nyinshi
Ko twugarana hanze
Umukiza wacu?

2. Akomanga ku rugi,
Kand' afis' inkovu
Z'imambo n' iz' amahwa
Yatsibg' igitsibo.
Urukundo si rwinshi
Rw' urorerey' artyo?
N'iki corut' icaha
Co kutamwinjiza?

3. Yes' aratwinging' ati
Ko nabapfiriye,
None n'iki gituma
Mungirira murtyo?
Mwami duteterejwe
N' ico caha kibi;
Kaza, kaza, nyakuza
Ntituvan'ukundi.

## 68 r *Are you washed in the blood? G.B. 207. T.H. 158*

1.Mu bari mw isi nta wugororoka,
Kandi nta wuri no mw ijuru.
Atar' abizera ko bogejwe de
N'amaraso ya Yesu gusa.

*Wogejwe na Yesu?*
*Watunganijwe n'amaraso?*
*Har' aho yakwuhagij'amaraso?*
*Mbeg' imyambaro yaw' irera?*

2. Amaraso ya Yesu yogej' artyo
Abanduy' imitima yabo:
Ntimukererw' ariko munyaruke
Mwisuke mu maraso yiwe.

3. Umukiza ni yaz' agarukanye
Ubgiza no kwubahwa rwose,
Abataribgezwe bazinjir' i we
Mu birori vy' ubukwe bate?

4. Ntibazohagarar' imbere yiwe,
Bazohinduk' ubgoba gusa,
Wiyambure rer' impuzu zanduye,
Ubone kwambar' iy' ubukwe.

## 69 r *There is Life for a look. G.B. 250*

1. Nk'uko Mose yamanits' inzoka ku giti,
Abacikana bakayiraba,
Bagakir' ubgo bumara, bagakomera,
Kubg' imbabazi z'Uhoraho:
Ni ko na Yesu; Yatumanikiwc ku musaraba kera:
Tumurabe tumwizigire.

2. Mutim' ubabaye, rab'uwagupfiriye,
Raba Yesu yakumanikiwe,
Munyavyah' umutumbere, ni w'agukiza,
Umurabe, nuk' urakira.
Raba, wizere! Uguharirwa kwawe kuv'I Gologota,
Raba raba ku musaraba.

3. N'iki catumy' Umwana w'Iman'ababazwa?
Umv' icatumy' abambga ku giti
Akambikw' igitsibo c' amahwa mu mutwe:
Ni kubgawe, n' ivyaha vyawe. Raba, wizere!
Urupfu n'urw'Umukiz'imyandu n' iyawe,
Raba raba ku musaraba.

4. Naho worir' ukicuz' ukanatuntura.
Ntivyokur' ibicumuro vyawe,
Rab' impongan' ikwiranye n'ivyo wakoze
N' amaraso ya Yesu masa. Raba, wizere!
Wizer' uwakubambiw'aragutunganya,
Raba raba ku musaraba.

5. Imimyore yiwe ni yo gus' idukiza;
Yesu n'ukugororoka kwacu.
Ngo wambar'ukugororoka Yes' atanga,
Nta gushaza kungana gurtyo. Raba, wizere!
Yesu kw' ariho wam' ubizi k'utagipfa,
Raba raba ku musaraba.

## 70 r *Follow Me M.S.*

I. Narumvise Yes' atubgira:
Ni muze, ni muze, ni muze.
Yamy' ahamagar' uyu musi:
Ni muze, ni muze. ni muze.
Ati Napfiriye ba mwebge,
Kandi natanz' amaraso yanje,
Narishuye ya myenda yanyu.
Ni muze, ni muze, ni muze.

2. Ek'ivyaha vyanyu nivyinshi,

Ni muze, ni muze, ni muze.
Ingo ndabaharire vyose,
Ni muze. ni muze, ni muze.
Nijewe mbay' Imana yanyu,
Nzobaherekeza ngaha kw' isi,
Ndakiz' abanyavyaha bose,
Ni muze, ni muze, ni muze.

3. Ngo mutur' ibibananije.
Ni muze, ni muze, ni muze.
Reka bimwe bibaremera.
Ni muze, ni muze, ni muze.
Heba wa mwikomo n' ubgoba,
Munyizere nd'Umukiza wanyu.
Ni jewe nduhur' imitima,
Ni muze, ni muze, ni muze

## 71 r *There is wideness in God's mercy M.S.*

1. Umukiza Yes' aratabara
Ni we nyen' ikigongwe,
Aratubabaye twebg' abagowe,
Ni w' adutsindira wa Mwansi.

2. Abanyavyaha ni baze bose,
Krist' arabarondera,
Umutabazi wacu ni we Yesu,
Bakizwe n' amaraso yiwe.

3. Rwa rukundo rw' Imana mw'ijuru
Rurasumb' isi rwose,
Imana yacu ni nyen' imbabazi.
Ni yo nyen' ubuhirwe bgose.

4. None bikwiye ko tumwizera,
Ni twakir' ikigongwe,
Ng' umuco w'Imana wake muri twe,
Tugendere mu nzira yiwe.

## 72 r *The Life of the world is Jesus G.B.205*

1. Twari twacokeye mu mwiza mwinshi,
Umuco w' isi ni Yesu,
Yaka nk' izuba. rnu mitima yacu.
Umuco w' isi ni Yesu.

*Ingo wakir' umuco nawe,*
*Jeho nararons' uwo muco,*
*Nar' impumyi maze ndakizwa,*
*Umuco w' isi ni Yesu.*

2. Nta mwiz' uba muri twebg' Abakristo,
Umuco w' isi ni Yesu;
Tujanye na Yesu twogir' umuco,
Umuco w' isi ni Yesu.

3. Ycmwe bapagani mwe mwazimiye,
Umuco w' isi ni Yesu:
Ingo mwozwe n' amaraso, mukire,
Umuco w' isi ni Yesu.

4. lyo mw ijuru nta zuba bagomba,
Umuco w' isi ni Yesu,
Yesu ni we yaka kurush' izuba,
Umuco w' isi ni Yesu.

## 73 *Were you ther? M.S*

1.Ntutiny' ivyaha vyawe wakoze?
Ntutiny' ivyaha vyawe wakoze?
Ego, Ego Ndabitiny' ivyo vyaha
rwose, rwose.
Ndatinya rwos' ivyaha nakoze.

2. Mbe ntugomba Yes' Umutabazi?
Mbe ntugomba Yes' Umutabazi?
Ego, Ego, Ndagomb' uwo
Mutabazi, cane, rwose,
Ndamugomba Yes' Umutabazi.

3. Nturumv' uko yatanz' amaraso?
Nturumv' uko yatanz' amaraso?
Ego, Ego, Naravyumvise neza,
nama mvyumva,
Numvise ko yatanz' amaraso.

4. Mbeg' uzemer' Umukiza ryari?
Mbeg' uzemer' Umukiza ryari?
Ego, Ego, Ndabizi yuko hageze
kwemera,
Uyu musi ndemer' Umukiza.

## 74 r *For You I am praying. T.H.136*

1.Mfis' Umukiz' amvugira mw ijuru,
N' Umukunzi mwiz' arut' abo mw'isi,
anzigama neza kand' ambungabunga,
Icomp' uwo Mukiz' akab' uwawe.

*Ni wewe nsengera, ni wewe nsengera,*
*Mugcnzi, ndakwifuriz' agakiza.*

2.Mfise na Data wa twese mw ijuru,
Yanshoboje kwizigir' ibizoba.

Azohav' andengukisha mw ijuru iwe,
Icompa nawe tukazojanayo.

3.Mfisey' imvune nziz' ikayangana
Nabikiwe mu bgiza bgo mw ijuru,
Iyo mvune yer' aho nzoyambarira
Icompa naw' ukazoyironkayo.

4.Mfis' amahoro ameze nk' uruzi,
N' amahor' atazwi n'abantu b'isi,
Umukiza wanje ni we soko yayo,
Mugenz' icomp' ukayaronka nawe.

5.Ubonye Yes' amaze kugukiza,
Ntiwigungan' ivyo yagukoreye,
Babgire k'Umukiza wanj' ar' uwawe,
Basengere nk'uko nagusengeye.

## 75 r *What a Friend we have in Jesus. G.B.64; T.H.139*

1.Yesu n' Umukunzi wacu,
Ni w' atwikorerera
Imibabaro n' ivyaha,
Akatubabarira.
Umunt' adasenga wese
Ntiyoronk' amahoro,
Tweho tuje kuri Yesu,
Tumubarire vyose.

2. Umunt' adasenga wese
Yaman' ivyaha vyiwe,
Ngwino, ngwino kuri Yesu
Akuruhure vuba.
Yes' aradukunda twese,
Yes' afis' imbabazi,
Yapfiriy' abantu bose,
Mumusenge n' Umwami.

3. Ivyaha n' ubgoba bgose
N' imitim' ibabaye
Tubijane.kuri Yesu,
Araduh' amahoro.
Ntitugir' umutabazi
Adukunda nka Yesu,
Ariko Yesu wenyene
N' umukunzi w' abantu.

## 76 r *Do you know where you are going? M.S.*

1. Mbeg' uraz' ibir' imbere yawe,
Ah' uzohurira n'urupfu?
Mbega wa mus' uzorora hehe,
Umus' uzocikana?

*Ego ndazi ko har' ubugingo,*
*Har' aho nateguriwe,*
*N' amaraso Yes' Umukiza*
*Yamvirive ku giti.*

2. Mbega wahise mu yihe nzira?
Mbeg' uz' ah' izogushikana?
Kukw inzir' itujana mw‘ ijuru
Ica ku musaraba.

Ego nahisemw' inzira nziza...

3. Mbega wabony' Umukiza wawe
Uraharirw' ivyaha mbega?
Mbega Yesu yaribgagukize
Urik' uja mw ijuru?

Ego nabony'Umukiza wanje...

4. Erega ni wahwer' uyu musi
Ntuzob' ugihitamwo na mba:
Iman' igomba yuk’ uyizera,
N' uk' urekur' ivyaha.

Ego narekuy' ivyaha vyanje...

5. Mbega Yesu yakwandits' izina
Mu gitabo c'abakijijwe?
Uzi yuko wa mus’ amagorwa
N'urupfu bizohera?

Ego ndazi yuko yanyanditse...

6. Yesu ni we yankijij' urupfu,
Yampfiriye ku musaraba,
Nzokwama mmwumvira mmwi-
zigira, Kuko nogejw' ivyaha.

Ego ndazi ko har' ubugingo
Har' aho nateguriwe,
N' amoroso Yes' Umukiza
Yamviriye ku giti.

## 77 r *Sleeper awake. M.S.*

1.Ntukine ku bugingo,
Urupfu rwokujana,
Wewe wa munyavyaha,
Yes' arakuburira.

2. Umubir' uguhenda
Utembanwa n'umuvo,
Uj' iy' utagaruka:
Reka kujandajanda.

3. Imana yo ntikina,
C' uyitakambir' ubu,
Itarac' amateka,
Imbabazi zishize.

4. N'usigeho gukina,
Urupfu, ruri hafi,
Uzoranduka gusa
Ni wagum' uk' ur'uko.

5. Va mw itir' ikangure,
Va has' uhunge ntupfe,
Yesu n'ubukiriro,
Arakurorereye.

## 78 r ***The Sower went forth sowing. Tune. G.B.39***

1. Kera har' umubivyi yasohoy' imbuto
Zimwe zigwa ku nzira, zinobga n'inyoni,
Izindi ku rutare, zumishwa n'izuba,
Kuko zari zibuze ahantu habomvye.

2. Mu mahwa hagw' izindi, zikurana na yo,
Ac' azinyoha zose, nia co zamye na mba.
Arikw izindi zigwa mw ivu ryiza cane,
Zimeze zirakura zam' imbuto nyinshi.

3. Har' uwundi Mubivyi, n'Unnikiza Yesu,
Jjambo ry'agakiza ni ryo mbut abiba,
Kand' imitima yacu ni yo mbibe yiwe,
Ari mib'ari myiza, amija mw' imbuto

4. Kand'ibiganza vyiwe n'ibirenge vyiwe
Bitonyang'amaraso arikw arabiba,
Jmvura ni y' imeza imbuto z'i>i si,
Amaras' akameza izo mu mitima.

5. Mugenzi, har'ibiki mu mutima wawe?
Harimw' inzira nyinshi? harimw'urutare?
Canke n'imbibe nziza, mbeea harinjiye?
Wamamw'imbuto nziza, cank' umez' amahwa?

6. Hazob' umusi Yesu azoz^ kwinibura,
Azozan'urutaro mu kuboko kwiwe.
Azimburir' ingano mu kigega ciwe,
Umuguruka na wo azowuturira.

7. Mugenz' uzoja hehe? Ni wiyumvire se
Uzoja mu kigega, canke mu muriro?
Ni wihan' uyu musi, ejo ntihahera
Uyu n'umusi mvviza wo gukirizwako

## 79 r ***Wonderful words of life. G.B.262;T.H.55***

1. Uhor'undinganirije
Amajamb'atunganye,
Umpubure mmeny'ukuri
Kw amajambo yawe.
Nkund' amajambo yawe
Kw ampa kukwizigira.

*Amajambo meza cane*
*Yo kunter' umunezero,*
*Ni yo meza, ndayakunda,*
*Nta h' atannezera.*

2. Umwami Yes' arineze,
Ni w' atang' amajambo,
Munyavyaha, ngo renguka,
Wumv' ivy' ubugingo:
Atugirir' ubuntu,
Akatwiyegereza.

3. Menyesha bos' ubutumwa
N'amajamb'atunganye.
Ni muz' arabaharira,
Mwakir' ubugingo.
Yesu ni we Mukiza,
Ni w' atang'ubugingo.

## 80 r ***Tune. T.H.296***

1. Yemw' abitang' ubufuti,
Mugahush' umusaraba,
Turababgira turira
Yuko mubabaza Yesu.

*Mpisemwo guhora nkizwa*
*No gushingwa mu gakiza.*
*Mu gakiza sinzovayo*.

2. Yemw' abarets' ubugingo.
Mukabuguran' inyama,
Ah'izoborera, mbega
Muzokuramw' inyungu ki?

3. Yemw' abarets' igihugu
Cuzuy' amata n'ubuki:
Ko mukimiranye vuba,
Musubiye mw'Egiputa

4. Yemw' abavug' inkuru mbi
Y' igihugu c' i Siyoni,
Ivyo mwit' amananiza
Bishoboker' uwizeye!

5. Mu maraso y' Umukiza
Ni ho dukirizw' ivyaha,
Ngwino dusubiraneyo,
Dushike ku musaraba.

**IYI IRIRIMBWA IYO HAGIZE UKIJIJWE**

## 81 *Ring the bells of Heaven. T.H.202*

Ni muvuz' impundu bamarayika,
Kuk' umunyavyaha yihanye!
Eh' ingen' Iman' imusanganiye,
Wa mwana wayo w' icangazi

*Kaza, kaza ! ni kw imubgira;*
*Kaza, kaza! ni mumwakire: Abamarayika bararirimba,*
*Banezererw' uwo yihamye.*

2. Ni muvuz' impundu bamarayika,
Kuk' uyu yuzuye n' Imana;
Uyu munt' akiz' ingero y'ivyaha,
Akab' avuts' ubga kabiri.

3. Ni muvuz' impundu bamarayika,
Vuz' inanga zanyu, ririmba!
Kwiz' iyo nkuru nziza, yandagare,
Yuk' umunyavyah' akijijwe.

4. Ni muvuz'impundu bamarayika,
Zumvikane no mur' iyi si:
Icaremwe gish' iyo kibonetse
Vyose birahinduka bisha

# INCUNGU

## 82 r *O Sacred Head. Tune. G.B.39*

1. Ewe Mukiza wanje, wakubisw'inguma.
Mukama wambitswe n' igitsiboc'amahwa.
Mukama wababajwe, non'ushimwe cane.
Wambabariye rwose,
Mukama n' ushimwe.

2. Yesu, wababariy' ivyaha vyanje vyose,
Wampaniw' ari jewe nari nacumuye,
Car' igihano  canje, urakimpanirwa,
Mukama, wantabaye ngo ndonk' imbabazi.

3. Mukama, ndagushima n' umutima wose,
Wampfiriye ku giti, wankijij'ivyaha;
Undemeshe nizere ngo ngukurikire,
Kandi n' aho nzopfira, mpfire muri wewe.

4. Aho nzovira mw isi ntundeke jenyene,
Urupfu ni rwantsinda uz'ummar'ubgoba.
Nah' umubiri wanj'uzobora ngashira,
Ndazi ko nzokwibonera n' amaso yanje.

5. Kur' uwo musi Yes'uz' uwundemesheko, Ngo mbon' inyonga zawe nk' ah'uri ku giti;
Kubg' ic' umpe kunesha nk' uko wanesheje:
Hahirw' uzopf arengukijwe nawe Mwami.

## 83 r *O Christ what burdens bowed Thy Head. M.S.*

Ewe Krist' umutwaro wanje
Warawiremetse,
Wishize mu gishingo canje,
Umber' ikimazi;
Wawunkujekw 'amaraso,
Sinkiwikoreye.

2. Urupfu n'umuvumo vyari
Mu gikombe canje,
Waraciranguje kubganje,
Maz' usubizamwo
Imigisha mu gishingo
ca wa mururazi.

3. Imana yabanguy' inkoni
Kugira ngw impane,
Ariko ntiyanshikiriye,
Yamashuye wewe:
Imimyore yawe Yesu
Ni yo yankijije.

4. Hagigimye nyamutikiza
Kiguhitirako,
Wampishije mu gikiriza
Ngo ntikinnyukure;
Cakumpondeyeko Mwami,
None hareyutse.

5. Imana yasokoy' inkota
Iragusogota,
Ipfushwa n'amaraso yawe,
Nta c'ikingir' ubu:

Umutima waw' ucika
Urwubati rwayo.

6. Mukiza narapfanye nawe
Kuko wampfiriye,
Warazuts' unkura mu ngoyi,
Uc’ ungereramwo;
Uranyeza ngo nze nshike
Mu bgiza mw’ijuru.

## 84 r *Nothing but the Blood. T.H.223 (or G.B.146)*

1. N'iki conkiz' ivyaha?
N'amaraso yawe Yesu:
N'iki conyeza rwose?
N'amaraso yawe Yesu.

*Ya maraso yiwe*
*Ni y'anyeza rwose,*
*Nta compa gukira*
*Nk' amaroso y'Umukiza.*

2. Iconkiz' umutima
N'amaraso yawe Yesu:
Nta kindi ciru mfise,
N'amaraso yawe Yesu.

3. Icompezakw ivyaha
N'amaraso yawe Yesu:
Nta vyanje vyontunganya,
N'amaraso yawe Yesu.

4. Ni wewe nizigira
N'amaraso yawe Yesu:
Ni wew' ump' amahoro,
N'amaraso yawe Yesu.

5. Ngutazirira cane
Amaraso yawe Yesu:
Mwami, ndagushimira
Amaraso wamviriye.

## 85 r *There is a fountain. T.H.297*

1. Amaraso y' Umukiza
Yaviriy' abantu,
Abogamwo barakira,
Bakera derere.

*Ndagushima Yesu wanje.*
*Wangiriy' imbabazi,*
*Wogeshej' ivyaha vyanje,*
*Amaraso yawe.*

2. Wa mwambuzi hamwe yapfa,
Yarons' ikigongwe.
Nanje nd‘ umuhwere nka we,
Untabar' unkize.

3. Ni wewe Mwana w' Intama,
Yesu, ngukundiye,
Amaraso yawe yeza
Wavuye kubganje.

4. Nta kindi cobasha nka yo
Kunkurakw ivyaha,
No gucungura n'abandi
Bizey' Umukiza.

5. Umpe kwama nza kw isoko,
Nizeye vy' ukuri:
Ngo ndirimb' urwo rukundo
Wankunze Mukiza

## 86 r *Preciious precious Blood of JuesusG.B.147*

1. Amaras' Umucunguzi
Yakuviriye,
Yaviriy' abanyavyaha,
Ni y' agukiza.

*Amaraso y' Umukiza. Yakuviriye,*
*Yakir'uyizere vuba: Ni y' agukiza.*

2. Amaraso y' Umukiza
Ni y' agukiza,
Rek' atembe nk' uruzi ku
Mutima wawe.

3. Nah' ivyaha vyotukura
Tukutuku pe, Amaraso
Y’ Umukiza Aravyeza de.

4. Amaraso yancunguye
Yanyishuriye
Imyenda yanj' ikomeye,
Nzi ko mpariwe.

5. Ubu nshiz' amanga cane
Kwinjir' ahera,
Naraciye mu cogero
Kinyoz’ ivyaha.

6. Amaras' anneshereza

Ni yo ndwanisha,
Ntsinda Satani n'ivyaha
Nshobojwe na yo.

7. Amaraso y'Umuhuza
Wacu n'Imana
Ni y'atunganya, ndayaha
Icubahiro.

## 87 r *There is Power in the Blood . T.H.46*

1 .Mbega ntugomba guturw'ivyaha?
Har' inkomezi mu maraso.
Ntugomba kandi kunesh' Umubi?
Ayo maras' arakiza.

*Har' inkomezi zitangaje*
*Mu maraso ya Yesu,*
*Har' inkomezi zitangaje*
*Mu maraso y'Umukiza.*

2 .Mbega ntiwamy' uri n'amanyama?
Har' inkomezi mu maraso.
Azoguhindur' umugwaneza,
Ayo maras' arakiza.

3. Mbega ntugomba kwera derere?
Har' inkomezi mu maraso.
Ni yo gusa yoz' ico ry' ivyaha:
Ayo maras' arakiza.

4. Mbega ntugomba kumuyoboka?
Har' inkomezi mu maraso.
Ntugomba guhor' umuhimbaye?
Ayo maras' arakiza.

## 88 r *Jesus paid it all. G.B.254 T.H.263*

1. Numv' Umukiz' ambgira
Ko mbuz' inkomezi,
Ngo name ndamusenga,
Nta co nzomuburana.

*Yanyishuriye ya myenda yose,*
*Yarampariy' ivyaha*
*Vyahinduts' umweru.*

2. Ni w' afis' inkomezi
Zibasha gukiza,
Zikiz' ab' imibembe,
Zigakiz' umutima.

3. Singir' iciza nkora,
Nibesherejweho
N'ubuntu bgawe gusa,
Nezwa de n'amaraso.

4. Nasa n'uwahwereye,
Mu mutima wanje,
Yesu yarawuzuye
Arawukomeza pe.

5. Imbere ya ya ntebe
Nzohagararayo
Nzojanay' iminyago
Ndayihereze Yesu.

## 89 r *In tenderness He southt me. G.B 360*

1. Yarandondey' asanga
Nnanijwe n' ivyaha,
Anshira ku bitugu
Anjana mu rugo:
Abamarayika biwe
Baririmbira mw ijuru.

*Rwa rukundo rwiwe!*
*Ya maraso yiwe!*
*Bga buntu bganzanye mu rugo'.*
*Mbur' uko mbivuga ntangaye.*

2. Yasanze nkomeretse,
Ansomoz' umuti,
Arampumuriz' ati
Humur' ur' uwanje.
Sinaribgumv' ijwi nk' iryo;
Ndema mu mutima rwose

3. Anyerek' ibiganza
N'inkovu z'imambo
N'igitsibo c' amahwa
Yambitswe mu mutwe:
Nibaz'ico yambonyemwo
Cotum' ambabarizw' artyo.

4. None nd’ imbere yiwe,
Nakirwa n'umuco
Uva mu nyonga hiwe,
Ndimbur' imigisha
Yampereye mur' iyi si:
Mbur’ uko mbimushimira.

5. None nduhutse neza
Mu mutima wanje,

Ndorerey’ urya musi
Azogarukako,
Ngw az' antahurukan' iwe
Ankoy' amaraso yiwe.

## 90 r

***M.S***

1. Nari kure y'Imana mu buja,
Ngira ngo simboshwe;
Mbohorwa n'amaraso ya Yesu,
Hamw’ i Gologota.

*Shimwa Gologota,*
*Shimwa Gologota,*
*Ah'icaha canje cankuriweko,*
*Shimwa Gologota.*

2. Yesu ni we yankuye mu mbohe,
Ndirimba mpimbawe
lyo ndirimbo yanje nsha nziza
Nkuy'i Gologota.

3. Nahawe Mpwemu Yera kw ingwati,
Nakiriye nt’ Ego:
Yuzuz' umushaha kuruhuka,
Ukw' i Gologota.

4. Umucance wanje nkund' azoza
Kuntahurukana,
Nzoririmbana n'abo mw ijuru
Ivy’i Gologota.

5. Ngwahano muntu nkund' uzimiye,
Rek' ivyaha vyawe,
Yesu yahaniw' abanyavyaha
Rimw' i Gologota.

Gend' upfukameyo,
Gend' upfukameyo.
Ah' Icaha canje nacogerejwe,
Gend' upfukameyo.

## 91 r

***Rock of Ages. T.H.316***

1. Gitandara c' Imana,
Reka nguhungireko,
Kubg' imbabazi zawe
Kera warammenewe;
Non' ubu nkwihishemwo
Ukuraka kw Imana.

2. Amazi n'amaraso
Vyo mu rubavu rwawe
Binkiz' uburyo bgompi
Urubanza rw' ivyaha
N' ubushobozi bgavyo,
Vyoye kuntsind' ukundi.

3. Ivyo twokora vyose,
N' umwete wacu wose,
N' umubabaro mwinshi,
N' amosoz' adashira,
Vyose ntivyoshobora
Kudukurakw ivyaha.

4. Ivyanje ntibigira
Ico bimaze Yesu,
Simfis' ico noguha,
Ndaba ku musaraba
Wawe wampfiriyeko,
Ni wo nizeye gusa.

5. Raba ndagenda gusa,
Ndakwinginz' unyambike;
Sinshobora kwikiza,
Ndakugombak' ubuntu;
Unyuhagir' imvyiro
Mukiza, noye gupfa.

6. Nuko nkiriho mw isi,
Mwami, nguhungireko;
No ku musi w' imanza,
Nshitse mu nyonga zawe,
Gitandara c' Imana
Uz' undeke nkwisunge

## 92 r

***Revive us again. G.B. 29 T.H. 318***

1 . Ndagushimiye Umwana wankunze
Yankirishij'urupfu rwiw'arazuka.

*Haleluya, ndagushimye,*
*Haleluya, Amen!*
*Haleluya, ndagushimye,*
*Ngwin' umpembure.*

2.Yankirishije amaraso yiwe,
Nogejwe na yo sinzotsindwa mu manza.

3. Nar' uwo gupfa, Yes' arancungura,
Angira mu gishingo ku musaraba.

4. Ngwin' umpembure, nkuramw'ubukonje,
Ng‘ umuriro wake mu mutima wanje.

## GUSHINGA INTAHE

**93** r *OHappy Day. G.B. 369 T.H. 270*

I.Yesu, ndacibuk' umusi
Mwiza nakwemereyeko
Kw ari wewe Mana yanje,
Ni vyo nnezererwa cane.

*Mpimbaze, mpimbaze,*
*Yesu yanyogej' ivyaha;*
*Anyigisha kumusenga*
*Bituma mpora nnezerwa,*
*Mpimbaze, mpimbaze*
*Yesu yanyogej' ivyaha.*

2. Wahejeje kuncungura,
None nd' uwawe Mukiza;
Ni wewe wampamagaye,
Numvis' ijwi ryawe ryiza.

3. Kera nari nahabiye
Kure mu ngeso mbi z' isi,
Maze ndakugarukako,
Ni wewe Mukiza wanje.

4. Nasezeranije Yesu,
Guhora nkor' ivy' ugomba;
Ni nashika no ku mpfiro
Sinzoreka kunezerwa.

**94** r *Since Jesus come into my heart T.H. 188*

1. Ubugingo bganje bgahinduts' ukundi
Yes' aho yangereramwo,
Umuco washitse mu mutima wanje
Yes' aho yangereramwo.

*Yesu yangerereyemwo,*
*Yesu yangerereyemwo,*
*Haleluya ndanezerewe, ndashima*
*Yesu yangerereyemwo.*

2. Naretse gukezera no kuzimira,
Yes' aho yangereramwo
Ivyaha vyanje vyarakuweho rwose
Yes' aho yangereramwo.

3. Noneho mfis' ivyizigiro nizeye
Yesu yangerereyemwo,
Ko ndongowe mu nzira sinkekeranya,
Yesu yangerereyemwo.

4. Sintinya mu mwonga w'urupfu, ndi kumwe
Na Yes' angerereyemwo,
Kuko mbon' ibirimba vy' umurwa
wera Wa Yes' angerereyemwo.

5. Nzi ko nzoja kubana kur' uwo murwa
Na Yes' angerereyemwo,
Ni kubg' ivyo nzokwama ndirimba nshima
Yesu yangerereyemwo.

**95** r *I lay my sins on Jesus M.S.*

1. Ivyaha vyanje vyose
Yarabishizweko
Nah' atigez' akora
Icaha na kimwe.
Ndamwegera, ndasenga,
Jew' umunyavyaha,
Nizigiy' ic' ambgiye,
At' Uraharirwe.

2. Kand' ibingora vyose
Ndabimuremeka,
Nta wundi yoncunguye,
Atar' Umukiza;
Ndamwegera nj' ah' ari,
Nnaniwe, mbabaye,
Ngaruka mfis' intege,
Abinneshereje.

3. Ni we mahoro yacu
Iy' av' akagera.
Yo mur' ubu bugingo,
Bo no mu buzoza.
Imanuweli Kristo!
N'izina riryoshe,
Ritamirana hose
Rirush' imibavu.

4. Muri Yesu wenyene
Ni h' amahor' ari,
No muri Mpwemu Yera,
No mu Mwam' Imana;
Nta handi tuyaronka,
Nta hand' aboneka:
Ndanezerewe cane
Kubana na Yesu.

## 96 *I'm child of the King T.H. 134*

1. Imana yacu yatunze vyose,
Itunga ryo kw isi n'iryayo ryose,
Nta kintu co ngaha kitar' icayo,
Nta wobuharur' ubutunzi bg'Imana.

*Nd' umwana w'Umwami,*
*Nd' umwana wiwe,*
*Twebge twe na Kristo*
*Tur' abana biwe.*

2. Umwana w'Iman' Umutabazi
Yaje ngaha kw'isi nk'umworo rwose,
Ariko yarasubiye mw ijuru.
Nanj' azohav' anjana kump' inzu nziza.

3. Kera na kera nar' icangazi,
Nar' umunyavyaha, nar' umwononyi,
Ubu ho naravuts' ubga kabiri,
Nd' umwana w'Imana,
Umwami w'abami.

4. Jeho naho noba mu karuri
Sinobabara, ndi n'inzu mw ijuru,
Nah' ab' isi bonca bakanyomora,
Nzonezerwa kuko nd' umwana w'Umwami.

## 97 r *Blessed Assurance G.B. 279; T.H. 210*

1. Nnezerewe ko mmenye rwose
Yesu kw ar' Umukiza wanje,
Ni we yancunguj' amaraso,
Ndizera mvuk' ubga kabiri.

*Yambgiye ko nd' umunyavyaha,*
*Ndihana ndizer' arankiza,*
*Ni vyo ndirimba, ni vyo mvuga,*
*Nshim' Umukiz' imisi yose.*

2. Sinciganza, ndamwigabiye,
Bintey' umunezero mwinshi;
Mmuhay' ivyaha vyanyanduza,
Abinkurakw amp' amahoro.

3. Sinciganza, ni Yes' angaba,
Mpiriwe n'uko mba muri we;
Mpora nitez' ivyiz' azompa
Bivuye mu rukundo rwiwe.

4. Kubimenya ni kwiza rwose,
Nd' uwa Yesu, sinkekeranya;
Nzigamwa n'Ushobora vyose,
Nkimwizeye nta womunnyaga.

## 98 r *I have found a priceless treasure. G.B. 64; T.H. 298*

1. Ikinnczereza cane
Umve narakibonye,
Nahaw' agakiza keza,
None ndanezerewe.
Ivyaha vyanje vyogejwe
N' amaraso ya Yesu,
Kurira no kwihebura
Birarangiye rwose.

2. Ikinnezereza cane
N'uko nganzwa na Yesu,
Murokozi, Murokozi,
Nemeye kub' uwawe.
Waneshej' ivyaha, rwose,
Nanj' umpa kubinesha,
Wandokorey' umutima
Ump' ubugingo bgawe.

3. Kuk' ur' umunyarukundo
Wandondeye nzimiye,
Wankuye mu vyaha vyanje,
Unyit' uwawe rwose.
Non' imisi yanje yose
Ni wewe nizigira,
Ivyo nkora vyose nkwiye
Kwama mbigukorera.

4. Ndakuririmbira Mwami,
Namwe ndababarira
Ivyo Yesu yankoreye,
Ko bintangaza cane.
Yancunguj' urupfu rwiwe,
Nuzuy' umunezero,
Umutima wanje wose
N'uw' uwawucunguye.

## 99 *He took my sins away. M.S*

1. Yesu yabonye ngowe na vyinshi,
Yarankuy' ivyaha,
Yarankuy' ivvaha;
Ubu rero yampay' urukundo,
Yarankuy' ivyaha.

*Yarankuy' ivyaha,*
*Yarankuy' ivyaha.*
*Ndaririmb' imisi yose!*

*Ndashimye, yarankuy'*
*Ivyaha, Yarankuy' ivyaha.*

2. Ivyo nari nikoreye ngowe,
Yarankuy' ivyaha,
Yarankuy' ivyaha;
Naratuye bimwe vyandemera,
Yarankuy' ivyaha.

3. Uyu musi ndaruhutse neza,
Yarankuy' ivyaha,
Yarankuy' ivyaha;
Amahoro yaje ku mutima, .
Yarankuy' ivyaha.

4. Ni wamwinginga Yes' Umukiza,
Arakur' ivyaha, Arakur' ivyaha;
Uc' unezerw' imyaka n'imyaka,
Arakur' ivyaha.

## 100 r ***I will sing the wonderous story T.H. 105***

1. Nzoririmb' igitangaza
Yes' Umwami yakoze,
Ko yavuy' iwe mw ijuru
Ngw' ampfir' i Gologota.

*Nzoririmb' igitangaza*
*Yes' Umwami yakoze,*
*Ndi kumwe n' abo mw ijuru,*
*Imbere ya ya ntebe.*

2. Nari nzimiye nk' intama,
Maze Yes' arambona,
Ac' anshira ku bitugu,
Ansubiza mu nzira.

3. Nar' impumyi, mfis' ubgoba,
Nari ndendebukiwe,
Njanjaguritse, mbabaye,
Maze Yes' arankiza.

4. Ndacabon' ibimbabaza,
Haracar' ibingora,
Yamara ko turi kumwe
Ndazi kw'ataco nzoba.

5. Azongeza no ku rupfu,
Anyogane mu ruzi,
Maze njabutse hakurya
Nzosangay ' abo nkunda.

## 101 ***Redeemed T.H. 126***

1. Nkunda kwama natura yuko
Nacunguwe n' amaraso
Ya Yes' Umwagazi w' intama,
Ngahinduk' umwana wiwe.

*Yes' Umwami*
*Yancunguje ya maraso,*
*Yamberey' incungu,*
*Nahinduts' umwana wiwe.*

2. Mpimbawe no kuba mu Mana,
Simfis' uko nobivuga,
Ko mba muri yo ndi mu muco,
Sinzowutirimukamwo.

3. Ndiyumvir' ivy' Umucunguzi
Wanje bukarinda bgira,
Ndaririmba kuko ntohora,
Ndirimb' urukundo rwiwe.

4. Nzobon' uwo Mwami mw ijuru,
Ko nkunze kumuyoboka,
Ndirimba bukarinda buca
Ko yancunguj' amaraso.

## 102 r ***Ilove Him T.H. 31***

1. Ivy" isi vyamvuye mu mutima,
Kubg' amaraso nta gakacira,
Nunamy' imbere y' umusaraba,
Amaraso ya Yesu niy'anyeza de.

*Ndakunda, ndakunda*
*Umukiza wanje, Yanyiguriy' i*
*Gologota ku giti.*

2. Nari nazimiriye muvyaha,
Nar' umuja w'urwanko n'inzigo,
Naratiny' umusi w'amateka:
Ubu h' amaraso yarabinkuyeko.

3. Nar'imbohe, none ndidegemvya,
Nar' impumyi, noneho ndabona,
Nari mpfuye, none ndi muzima
Ni mwumv' ayo mahoro
Yesu yampaye.

## 103 r ***G.B. 254; T.H. 263***

1. Kera nari mw ishayo

Y'ivyaha, ngira ngo
Nd' uw' Imana, hanyuma
Nsanga ndiko ndibesha.

*Imana yanje; Yarandokoye,*
*Ubu ni yo ndirimba; Kuko nnezerewe.*

2. Maz' Iman' irandaba
Ndi mur' ivyo bibi,
Iti Ngo mwana wanje,
Ngutabare ngukize.

3.Ituma Mpwemu Yera
Mu mutima wanje.
Mbona ko nacumuye,
Nca ndihan' arankiza.

4. Ndagushima Mukiza,
Yuk' umwana wawe
Utandetse ngo nze mpfe
Nkiri mu vyaha vyanje.

5. Rek' ubu nkuj' inyuma,
Nta wundi nkigomba,
Ubu ndakwihereje,
Ungab' unyiganzire.

6. Nakoreye Satani,
Nta ciza yampaye,
Yohavuy' amp' urupfu,
We ni yo nger' atanga.

7. Ariko weho Mwami,
Ingabire yawe
Ndazi kw ar' ubugingo
Buva mu rupfu rwawe.

## 104 r *He lifted me. G.B. 227*

1. Imbabazi z' Umukiza
Zamuzanye kuncungura,
Nari nzitswe n'ivyaha vyanje,
Ankuray' arankiza.

*Nari mw ishayo y'ivyaha,*
*Aramfat' aranshayura,*
*Kera nama mu mwiza mwinshi,*
*Non' arammurikira.*

2. Natevye cane kwitaba
Uwampamagaz' ineza.
Nyuma nizey' ijambo ryiwe,
Yes' ankurakw ivyaha.

3. Namubony' aje kunkiza
Afis' inkovu y'icumu
N'iz' imambo bo n'iz' amahwa,
Nshim' urukundo rwiwe.

4. None yam' amp' amahoro,
Umutima ni muzima,
Arikw' icatumy' ancungura
Akankiza sinkizi

## 105 r *Tune G.B. 562*

1. Ubuntu bg'imana
Butangaje
Ni bgo bgankuyeko
Imigozi.
Mbe vyavuye ku ki?
Vyavuye ku kugomba
Kw' Imana yonyene
Yambohoye.

2. Imana yonyene :
Yantoreye
Guhirwa mw ijuru
I Bukama.
Mwese ni mumenye
Yuk' Umukiza wacu
Yam' asanganira
Abaz' i we.

3. S'uko nari mwiza,
Haba na mba,
N'ubuntu bga Yesu
Yangiriye.
Ni we yangokeye
Kuri wa musaraba,
Hamwe n'ibisuma
Vy' abambuzi.

4. Kand' iyo nibutse
Ivya Yesu,
Uko yagiriwe
Bamubamba,
Binyibuts' ivyaha,
We nta kibi yakoze,
Ni jewe yazize:
N'Umukiza!

5. Ub' ico nifuza
N'ukuguma

Mu Mukiza wanje,
Mwihishemwo :
Ni we nkinzo yacu
Yam' idukingiriye
Imyampi wa Mubi
Aturasa.

6. Urazirikanye
Mwami Yesu:
Ingeso wa Mubi
Yanyanduje,
Zigomba kuvyuka,
Zirandur' uzihonnye,
Name niganziwe
N' ivya Yesu.

7. None maso yanje,
Namwe matwi,
Nawe munwa wanje,
Mubiri we!
Mwese, mushimishe
Uwankuye mu ngoyi.
Ibiremwa vyose:
Tumushime.

## 106 r *At the Cross G.B. 282; T.H. 295*

1. Sinterw' isoni na Yesu,
N'iz' ishaka ryiwe,
N'iz' Ijambo ryiwe ryera,
N'iz' umusaraba.

*Ku musaraba wiwe ni ho naturiwe*
*Umutwaro w'ivyaha vyanje:*
*Nizeye ndahumuka mbon' umuco,*
*Kubg' ivyo mpora nnezerewe.*

2. Izina rya Yesu wanje
Ni ryo nishimiye;
Nzi kw'atazonyihakana,
Kuko mmwizigiye.

3. Yesu ntazohindur' ivyo
Yansezeranije,
Kukw ico namubikije
Azokizigama.

4. Azonyemera mw'ijuru
Nah'ata co mmaze,
Mu ngoro y' Umwam' Imana
Azomp' ikibanza.

## 107 r *The solid Roock. T.H. 296*

1. Mpore nizigira gusa
Amaraso y'Umukiza,
Singir' uwundi nigana
Atari Yesu wenyene.

*Nshingwe kur' urwo rutare,*
*Na h'ahandi n'umusenyi*
*Na h' ahandi n'umusenyi.*

2. N'iy' umwiza wompumisha,
Nizer' imbabazi ziwe,
Mu vyago no mu marushwa
Ndazi ko Yes' atazonta.

3. Ndemeshwa can' umutima
N'ivyo yansezeranije,
Nah' ivyanje vyotikira,
Ni we gusa nizigiye.

4. Maz' ico gih' azozira,
Az' asange niteguye,
Nambay' ukugororoka,
Ata n'agasembga mfise.

## 108 r *M.S*

1. Je nd' Umukristo, nzokwama ndi we
Mu bintu vyose gushitsa gupfa.
Je nd' Umukristo, ndashing' intahe,
Nah' igihugu cose contwenga.
Je nd' Umukristo wo mu mutima.
Kuk' ubu nsigaye nkunda Kristo,
Kukw'aho yapfa yazira jewe,
Bikwiye nanje ko ndamukunda.

2. Je nd'Umukristo, umv' ubgo buntu!
Narakijijwe nkurwa mu vyaha.
Je nd' Umukristo, naho noterwa
N' amarushwa nkaja mu ntambara:
Je nd' Umukristo, nkab' umusoda,
Ndi mu ntambara ndwana n'ivyaha,
Umugabisha n' Umwami Yesu,
Ni twaba kumwe nzokwama ntsinda.

3. Je nd' Umukristo, nd' umwambukira,
Ndakobeje mu rugendo rwanje,
Ivy' ino mw'isi ndabihinyuye,
Nsigaye ndonder' ivyo mw ijuru.
Je nd' Umukristo, intara yacu
Iri mw ijuru ku Mana yacu,

Nta nzar' ibayo, nta n'amagorwa,
Abaho bose baguwe neza.

4. Je nd' Umukristo!   Ico n' ikintu
Gihumuriz' umutima wanje,
Kiranyibagiz' imibabaro,
Nkumva nduhutse kubg' Umukiza
Je nd' Umukristo uko ndi kwose,
Maze ndengukijwe, ngeze gupfa,
Nzogir' akanyamuneza kenshi,
Nzoba mpiriwe ngiye mw ijuru.

## 109 r *Leaning on the everlasting arms.T.H. 103*

1. Nkund'ubucuti buva mw ijuru,
Nisunz' amabok' ahoraho,
Ngiz' amahirwe, ndons' amahoro,
Nisunz' amabok' ahoraho.

*Nkiza, nkiza nkikiz'Amaboko yawe,*
*Nkiza, nkiza, nisunz' Amabok' ahoraho.*

2. Nzokwama ngend' urugendo rwanje,
Nisunz' amabok' ahoraho,
Nta mwiza ngira mu nzira yanje,
Nisunz' amabok' ahoraho.

3. Nta bgoba mfise, sinciganyira,
Nisunz' amabok' ahoraho,
Nguwe nez' ubu, ndatunganiwe,
Nisunz' amabok' ahoraho.

## 110 r *Would you know why Ilove Jesus? G.B. 555*

1. Igituma nkunda Yesu
Ndakikubgira none,
N' uk' uwo Mukiza mwiza
Yancunguj' amaraso.

*Umv' ikinkundisha Yesu*
*Akandutira vyose:*
*N' uko yankuyekw ivyaha.*
*Akanyoza nkera de.*

2. Kand' ikinkundisha Yesu
N' uko yankijije pe,
Akampa kunesh' ivyaha
Vyama binnesha kera.

3. Kand' ikinkundisha Yesu
N' ukw ar' Umutabazi,
Ahor' antabara cane
Iyo Satan' anteye.

4. Kand' ikinkundisha Yesu
N' ukw atah' azoreka
Kumber' Umukiza mwiza
No kumber' Umukunzi.

## 111 r *Oh how I love Jesus. T.H.262*

1. Har' izina rinnezereza,
Nireza kuriririmba,
Rirandyohera,  ndarikunda,
Rirut' ayandi yose.

*Nkunda Yesu wanje,*
*Nkunda Yesu wanje,*
*Nkunda Yesu wanje,*
*Yabanje kudukunda.*

2. Rimenyesh' ingen' Umukiza
Yankunz' akanyitangira,
Rimbgir' ivy' amaraso yiwe,
Ingen' azondekuza.

3. Rimbgir' ivyo Data wa twese
Yanshinguriye mw ijuru,
N' iyo nogenda no mu mwiza
Ni ryo rimber' umuco.

4. Rimbarir' ingen' umutima
W Umukiza wanje Yesu
Wam' ubabarana na rwanje,
Ukampa kwihangana

## 112 r *Jesus loves me. G.B661; T.H.331*

1. Ndazi ko Yes' ankunda,
Vyanditswe mu gitabo,
Nd' uwo mu bana biwe,
Kand' arambungabunga.

*Yes' arankunda, Yes' arankunda,*
*Yes' arankunda, N' Umukiza wanje.*

2. Naho ngayitse rwose
Ntiyaretse kunkunda,
Yampfiriye ku giti
Ngo nze nkurwekw ivyaha.

3. Kand' amaze kumpfira
Yaciy' anjishurira

Ikirimba c' ijuru
Ngo mbone gushikayo.

4.Na ntary' angenda hafi
Mu nzir'ija mw' ijuru,
Kuko yampfiriy' artyo,
Naramwishikaniye.

## 113 r *Tis so sweet to trust in Jesus. T.H.57*

1. Nkunda kwizigira Yesu
No kumwumvira rwose,
Nkizera yukw'azoshitsa Isezerano ryiwe.

*Yesu, Yesu, ndakwizeye,*
*Ur' uwo kwizigirwa,*
*Yesu, Yesu. mwiza nkunda,*
*Ndusheho kukwizera. .*
*Nkunda kwizigira Yesu*

2.N'amaraso yavuye,
Nisuke mu ruzi rwayo,
Nozemwo nzokwera de.

3. Nkunda kwizigira Yesu
Nkarek' ivyaha vyanje,
Muri we ni ho nzoronka
Amahoro n' ineza.

4. Mpimbawe n' uko nkwizeye
Yesu Mukiza nkunda,
Nizeye k' umpora hafi,
Tugumane Mukiza!

## 114 *He is so precious to me. M.S.*

1. Yesu n' Umukiza wanje
N'Umwami,
Nzokwama mmuhimbarish'
indirimbo,
lyo ncits' intege nimusab' izindi Ndakund' Umukiza wanje.

*Ndakund' Umukiza. wanje,*
*N' akaburarugero pe:*
*Ndi kumwe na Yesu mba ndi*
*mw ijuru, Ndakund' Umukiza wanje.*

2. Yamy' aramutsa ku mutima wanje,
Ati Ni muduhe, sinitabire;
None namwinjije no haruguru,
Ndakund' Umukiza wanje.

3. None mpagaze ku musozi wera,
Nta gicu kimunkingiriza namba.
Sinzongera kumwugarana hanze:
Ndakund' Umukiza wanje.
4. Mfis' aho yanteguriye mw'ijuru,
Ukwizera ni kwo kuzonshitsa
Nzonezerwa mbonye mu nyonga hiwe:
Ndakund' Umukiza wanje.

## 115 r *I've found a Friend. T.H.298*

1. Ndons' incuti nziza cane,
Yarankunze ntayizi,
Yamfatishij' umugozi
Ni wo rukundo rwayo:
Nkund' izo ngoyi zangize
Imbohe y'Umukiza;
Nd'uwiwe, na we n'uwanje,
Gushits' ibihe vyose.

2. Ndons' incuti nziza cane,
Yamviriy' amaraso,
Yanyiguz' amp' ubugingo,
Na we yaranyihaye.
None singishing' icuma ;
Ku bintu vyanje vyose,
Ivyanje na jew' ubganje,
N'ivy' Umukiza wanje.

3. Ndons' incuti nziza cane,
Nyen' ububasha bgose;
Ni w'anzigama mu nzira
Ndiko ndaja mw ijuru.
Nkiri mur' ubu bugingo
Nzokwama ngavye cane,
Nshiz' ubgoba mu ntambara,
Ngo nze nduhukireyo.

4. Ndons' incuti nziza cane
N'umujanama wanje,
Andongor'aho nja hose,
Andind' Umwansi wanje.
Nta rupfu cank' ubugingo,
Cank' abamarayika,
Nta biriho nta bizoza
Vyontandukanya na we.

## 116 r *Where He leads me. M.S.*

1. Numva Yes' ampamagara,
Numva Yes' ampamagara,

Numva Yes'ampamagara,
Ati Ngwino, unkurikire.

Nzomukurikira  rwose,
Nzomukurikira rwose,
Nzomukurikira rwose,
Tuzojana jewe na Yesu.

2. Tuzojana mu magorwa,
Tuzojana mu marushwa,
Tuzojana mu maganya,
Tuzojana jewe na Yesu.

3. Tuzojana mu bikorwa,
Tuzojana mu rugendo,
Tuzojana no mu rupfu,
Tuzojana na we mu nzira.

4. Azomp' amahoro yose.
Azomp' ubuhirwe bgose,
Azomp' urukundo rwose,
Azonjan' imyaka n'imyaka.

## 117 r *I heard the voice of Jesus say. G.B. 537*

1. Numvis' ijwi ry' Umukiza
Ambgir' ivyiz' ati
Umvc, mbonye yuk' urushe,
Ngwino nkuruhure.

2. Nja kwa Yes' uko nari ndi,
Nnaniwe mbabaye;
Amber' uburuhukiro,
Amp' umunezero.

3. Kandi numvis' ambgir' ati
Ngwino nguhe gusa
Amaz' azan' ubugingo,
Uyanyw' uburonke.

4. Nj' ah'ari nnywa nnezerewe
Ayo maz' ampaye,
Umutim' ushir' inyota,
Wakir' ubugingo.

5. Numvis' ijwi ry'Umukiza,
Ngo Ni jewe muco
W'abari mu mwiza bose,
Ngwin' umurikirwe

6. Ndamwitegereza, mbona
Kw ar' izuba ryanje
Rizohora rinyakira
Mu bihe bizoza.

## 118 r *I left it all with Jesus. G.B.388*

1. Kera naremetse Yes' ibingoye,
Namukorey' ivyaha vyantsinze,
Hamwe namubon' ari ku giti,
Mmenya yukw ari jew' abambiwe:
Numv' andemuruye ndanezerwa,
Ndashima: Nta mutwaro ngira
Nduhuwe n'Umukiza.

2. Na none vyose ndabimuremeka,
Amaririkany' ibimbabaza,
Kandi kubgo kugir' intege nke
Ndamwishimikiza kw akomeye,
Iy'amwenyuye nshir'amarira,
Ndashima: Nta mutwaro ngira
Nduhuwe n'Umukiza.

3. Nzama ndabimuremeka na ntaryo:
Iyo mmwizeye nta combabaza,
Azoshits' ivyo mmwishimiyeko,
Kukw ari Yesu gus' anduhura.
Turi kumwe mba ndi mw ijuru pe,
Ndashima: Nta mutwaro ngira
Nduhuwe n' Umukiza.

4. Ubiremeke Yesu naw' urushe!
Mushire vyose ntubicagure.
Nah' ari we
Rurem' ahambaye
Arakugomba naw' ugayitse,
Yaguhay' ikibanza mw'ijuru,
Tahayo: Nta mutwar'ugir'
Uruhuwe n'Umukiza.

## 119 r *Jesus is all the world to me. T.H.163*

1.Yes' andutir' isi yose,
Yampay' ubugingo;
Ni we yam'amp' inkomezi
Ngo nshikame sintembe:
Iyo ngowe nja kuri we
Nta wund' anduhura nka we,
Nduzuy' umunezero kukw'ankunda.

2. Yes' andutir'isi yose,
Amfash' iyo ngowe,

Ni w'ahor' amp' imigisha
Irut' uko novuga;
Ni w'atum' izuba ryaka,
Akamvubira n'imvura,
Akampa kwam' imbuto
Kukw'ankunda.

3. Yes' andutir' isi yose,
Nzama mmukorera,
Kw'ar'uwo kwizigirwa pe
Nomuhemukira nte?
Nzokwama mmukurikira,
Ko nd'uwiwe nta co nzoba,
Kand'ahor' anzigama
Kukw'ankunda.

4. Yes' andutir' isi yose,
N' Umukunzi wanje,
Nta wundi nobona nka we,
Nzohora mmwizigira.
Yampay' ingabire nziza
Y' ubugingo budashira,
Nduzuy' umunezero
kukw ankunda.

## 120 r *Before the thone of God above T.H. 57*

1. Mw ijur' imbere y' Imana
Mfis' Umunt' amvugira,
N' Umuherezi Mukuru,
Kandi yitwa Rukundo.
Nzi ko mu mutima wiwe
Handitsw' izina ryanje;
Kukw amvugira nta mwansi
Yobasha kumunnyaga.

2. Iyo Satan' anyeretse
Ivyaha vyanje vyinshi.
Agomba ko nihebura,
Ndangamiza mw ijuru,
Ndabay'Umukiza wanje
Yankuyekw ivyo vyaha;
Yarantsindanishirije
Ngo simbe ngipfa rubi.

3. Uhorah' Umucamanza
Ambonyekw'amaraso
Ntancir' urubanza rubi,
Anyit' ugororotse.
Yaranyiguze nd' uwiwe,
Ni we bugingo bganje:
Kukw adapfa singipfuye,
Twe na Yesu tur' umwe.

## 121 *Oh the peace my Saviour gives. G.B. 273*

1. Kera mu bugingo bganje
Narahindagurika,
Hamwe narakekeranya
Maz' ahandi nkizera.

*Amahoro Yes'ampa*
*Arut' ayo nari nzi*
*None ngend' ahabona*
*Kuko nize kwizera.*

2. Maz' ambgira kumwegera
No gushir'impazane:
Mpejeje kumwizigira
Anyuzuz' amahoro.

3. None mpora mmwizigira
Nta kindi kimbereye:
Yes' anyobor' anyengenga
Ahantu h' ubukiru.

4. Unzigamishe Mukiza
Ubushobozi bgawe,
Mpore nkwizigiye rwose,
Nuzuy' umunezero.

## 122 *Wonderful peace. T.H. 149*

1.Uyu musi narons' indirimbo nziza,
Yuzuye mu mutima wanje,
Ndanezerwa cane ndatazir'Imana,
Kukw'ari y'impay' amahoro.

*Yesu, mp'amahoro,*
*Ya yand' ava ku Mana nyene,*
*Anyuzure mu mutim' imyaka yose,*
*Naman' urukundo rw' Imana.*

2. Amahoro nahawe na Yes' Umwami,
Ndayazigamye ku mutima,
Naho hogir' abanyag' ayo mahoro,
Sinzopfa ndayahevye na mba.

3. None ndaruhutse neza ku mutima,
Kuko Yes'ari w' anzigama,
Arandind'ivyangora kand'ivyantsinda,
Ku mutima har' amahoro.

4. Umusi Yesu yatujanye mw ijuru,

Tuzomubon’ Imana yacu,
Turirimb' indirimbo zo kumushima,
Tuzogir’akanyamuneza.

5. Mbega none wewe wabuz' amahoro,
Ujany' inzira ya Satani,
N'uze, Yes' arakugirir' ikigongwe,
Uc'uronk'amahoro nawe.

## 123 r *O Christ in Thee. G.B.383 ; Tune 1.*

1. Yesu, ni wewe naronkeyemwo
Amahoro mu mutima;
Nahora ndayaronder' ahandi,
Ariko nta handi hariho.

*Nta wund' atari Yesu yombumba,*
*Nta rindi zina nokwemera,*
*Kuk'ubugingo n'umunezero*
*Bibonekera muri we.*

2. Kera naronder' umunezero
Nits' umutima mpebuye;
Nariko ndarengan' Umukiza,
Antegesh' urukundo rwiwe

3. Nagejeje kunywa ku migezi
Y'umunezero w'iyi si,
Irakama, ndihebura rwose,
Njigirijwe ndarira cane.

4. Sinarizwa n'uko ntagufise,
Gushits' ah' umpumuriye:
Unkoze ku maso ndakwihweza,
Nkubonye ndizwa n'igishika.

## 124 r *When peace like a river. G.B. 274*

1. Ubu n'amaboro mu mutima wanje,
Kuko Yesu yankijije,
Kandi har' ikintu yanyigishije,
N' uko ntakwiye kwiganyira.

*N' impore, n' impore,*
*N' impore mu mutima wanje.*

2. Satan' iy'anteye, akandas'imyampi,
Numva mfis’ikindemesha,
Ko Yesu yabonye ko ntokwivuna,
Aranyigur' arancungura.

3. Ivyaha vyanje vyarabambge ku giti,
(Si bimwe gusa, ni vyose!)
Sinkibitwaye, yarabinduhuye,
Iman' ishimwe, Haleluya!

4. Noneho kubganje kubaho ni Kristo
Kandi singitinya gupfa,
Urupfu na rwo ruzomber' inyungu,
Yesu yanyujuj' amahoro.

5. Mw ishikiro ryacu ni mw ijur' i bgami,
S'epf’i kuzimu, bagenzi!
Twitege kwumv' inzamba z'Umukiza:
Uzogaruka ryari Yesu?

## 125 r *All will be well. G.B. 316*

1. Kubg' urukundo rw' Imana
N' ubuhoro:
Kubg' ubunt' itugirira
N' ubuhoro;
Twakijijwe n' amaraso,
Tugumijwe n' ubgo buntu.
Kw idufashe mu kuboko,
N' ubohoro.

2. Naho twoba mu magorwa,
N‘ubuhoro;
Ko twashitse mu gakiza,
N’ ubuhoro;
Ko twizey' Imana Data,
Tukaguma muri Yesu,
Tukezwa na Mpwemu Yera,
N' ubuhoro.

3. Ko twimirij’amahirwe,
N' ubuhoro;
Ko twizigiy' agakiza,
N' ubuhoro;
Turiho canke dupfuye
Tuzi ko Dat' adukunda,
Na Yes' akatuzigama:
N' ubuhoro.

# KWISHIKANA

## 126 r *Take me as Iam. M.S.*

1. Yesu, tuguhungireko,
Udutabare ntidupfe,
Naho bitatubereye
Na non' utwemere.

*Mukiz' utwemere,*
*Naho turi babi,*
*Wewe waradupfiriye,*
*Mukiz' utwemere.*

2. Ntitwokunyegez ivyaha,
Turatsinzwe rwos' ariko
Amaraso yawe Yesu,
Yavuye kubgacu.

3. Ntitwoshobora twenyene
Kwitunganiriz' ingeso,
Kukw'iyo tubigejeje
Bitwankira rwose.

4. None nkwikubis' imbere,
Ungirir' uko wogomba,
Sinshobora kwank' unkize
Ingeso zose mbi.

## 127 r ***I hear Thy welcome voice G.B.240; T.H. 265***

1. Mukiza, numvis' ijwi
Ryawe ry' imbabazi
Rimpamagara ngo nozwe
N' amaraso yawe.

*Nditavye Yesu,*
*Ndaje Mukiza;*
*Ngw'amaraso wavuye*
*Anyoz' antunganye.*

2. Ndazi ko mfis' ivyaha
Vyinshi mu mutima;
Vyose ndabikuzaniye,
Naw' ubinkureko.

3. Kand' uramp' umutima
Wuzuy' urukundo,
Wuzuy' ukwizera kwose
N' amahoro menshi.

4. Ndazi k'uzomfashisha
Imbabazi nyinshi,
Ivyo wansezeranije
Bizoshika vyose.

5. Nshim' amaraso yawe
Ankuyekw'ivyaha,
Mpimbaza n' ubushobozi
Bunkiz' intege nke.

## 128 r ***Just as I am. G.B.227***

1. Nta co mfise nireguza
Atar'uko wampfiriye,
Kandi yuko wampamagaye:
Mucunguzi, nditavye.

2. Gukekeranya ni kwinshi,
Mbabazwa cane Mukiza,
N'intambara yo mu mutima;
Mucunguzi, nditavye.

3. Sintinyuka no kugeza
Kwikurakw' ibinyanduje,
Nizigiy' amaraso yawe;
Mucunguzi, nditavye.

4. Naho nd' umworo nd'impumyi,
Ni wew'ump' itunga ryawe
Ukampumur' ukampimbara;
Mucunguzi, nditavye.

5. Uranyakira nanduye,
Uranyoz' uramparira;
Kuko nizey' isezerano
Ryawe Yesu, nditavye.

6. Urukundo rwawe rwinshi
Runkuyekw ivyantebeje,
Ndakunze kub' uwawe rwose;
Mucunguzi, nditavye.

7. Urwo rukundo mmeny' ubu
Rwanyujuje n'Uhoraho,
Nshikir' ungab' unyiganzire;
Mukiza, ndishikanye.

## 129 r ***I am coming to the Cross M.S.***

1 Ndeger' umusaraba
Nnaniwe nkennye mpumye,
Nta kindi kindi nshaka,
Ngomba gukizwa gusa.

*Mwami, ndakwizigiye,*
*Mukiza wanje mwiza,*
*Nunamy' imbere yawe,*
*Mwami Yes' unkiz' ubu.*

2. Namye nkwifuza Mwami,
Ndi mw irinde ry'ivyaha,
Non' urandengukije

Ngo nz’ unkurekw ivyaha.

3. Ubu ndakwihereje
N'ivyanje mfise vyose,
Mb’ uwawe rwose Mwami,
Sinkaganzwe n'iyi si.

4. Ndizigir’ ivy' uvuga,
Wamviriy’ amaraso,
Ndigaye ko natevye,
Nyakir’ ubu Mukiza.

5. Yesu non' unshitsemwo,
Kaza kaza Mukiza,
Wantunganije rwose,
Shimwa, shimwa Nyakuza.

*Mwami ndakwizigiye,*
*Mukiza wanje mwiza,*
*Nunamy' imbere yawe,*
*Yes' urankijij' ubu.*

## 130 r *Lord I’m coming home. T.H.264*

1. Nahabiye kure yawe,
Ndahabuts' ubu;
Natevye cane mu vyaha:
Mwami nyakira.

*Nj' ah' uri nihannye,*
*Singisubira;*
*Nteg' ibiganza vyawe*
*Mwami nyakira.*

2. Napfapfany' imyaka myinshi,
Ndahabuts' ubu;
Ndakwitwayeko nihannye:
Mwami nyakira.

3. Ivyaha birandambiye,
Ndahabuts,' ubu;
Nishimiy' ubuntu bgawe:
Mwami nyakira.

4. Numva ndwaye mu mutima,
Ndahabuts' ubu;
Mvur' unsubizemw' intege:
Mwami nyakira.

## 131 r *I am coming home. M.S*

1. Yesu, ndagomba guhabuka
Nta handi nasanz' ikinezero,
Narahevy' inzira y'ivyaha
Ngomba guhabuka.

*Yesu ndagomba guhabuka*
*Singipfa nsubiye kwangara,*
*Mwami Yesu ngirir' ikigongwe,*
*Ngira mpabuke.*

2. N' igihe kirekire cane
Nabaye mu nzira ya Satani,
Noneho ndayihevye rwose,
Ngomba guhabuka.

3. Yesu n'umtash' unkize rwose
Vya vyaha vyamye bindemereye,
Ubu nshak' agakiza kawe,
Ngomba guhabuka.

4. Narapfapfanye nta co mmaze,
Yesu nyoza mu maraso yawe.
Wadupfiriye twebge twese,
Ngomba guhabuka.

## 132 r *Jesus I cme G.B.229; T.H.203*

1 Nsiz' ubugurano bg' umwiza,
Ndaje Yesu, ndaje Yesu;
Nshitse mu masabo y'umuco,
Ndaje Bgirukiro.
Nsiz' indwara, ndons' amagara,
Nsiz' ubgoro, ndons' ubutunzi,
Nsiz'ivyaha, ndons' agakiza:
Ndaje Bgirukiro.

2. Nsiz' ubuhombe bukomeye,
Ndaje Yesu, ndaje Yesu;
Ndons' inyungu z' umusaraba,
Ndaje Bgirukiro.
Nsiz' umubabaro w' iyi si,
Nshitse mu munezero wawe,
Nsiz' induru, nshitse mu mpundu:
Ndaje Bgirukiro.

3. Nsiz' ubgibone bganje bginshi,
Ndaje Yesu, ndaje Yesu;
Nshitse mu vy' ugomba Mukiza,
Ndaje Bgirukiro.
Ntay' ivyanje, nguhungiyeko,
Sincihebura, nd' amahoro.
Ntaye Satani, nkwumiyeko:
Ndaje Bgirukiro.

4. Nsiz' ubgoba bg' urupfu n’ imva,
Ndaje Yesu, ndaje Yesu;
Ndashitse mu mahoro yawe,
Ndaje Bgirukiro.
Mvuye mu mahonero y' isi,
Nshitse mu makiriro yawe,
Mpore mbona mu nyonga hawe:
Ndaje Bgirukiro.

## 133 r *Jesus, I my Cross have taken. M.S.*

1. Ndikorey’ umusaraba,
Ngukurikire Yesu,
Ndi ruhebga. ndagayitse,
Yamar' uzomber' itunga.

*Yesu Mucunguzi wanje,*
*Watanz' ubugingo bgawe,*
*Ni wantabara nzokwama*
*Ndakwemangira Mukiza.*

2. Icubahiro n' itunga,
Ni vyo namye ndondera,
Ndabigaye, ndabihevye,
Ndons' itunga ryo mw ijuru.

3. Kand' ab’isi ni bampeba
Yesu, baraguhevye,
Bo barahemana gusa:
Si k'umez' ur' uw' ukuri.

4. Abantu naho bampama .
Bansunikir' iy' uri,
Ubu bugingo bgo mw isi
Reka ndabgihanganire.

5. Noronk’urukundo rwawe
Nta kindi norondera.
Ibinnezereza vy' isi
Sinzobironder' ukundi.

## 134 r *I need Jesus. T.H.17*

1. Nkwiye Yesu, ndiko ndamusaba;
Antabare bimwe bimbabaje;
Nkwiye Yesu, ankize rya shavu;
Simbash' ibiri ku mutima,
Nkwiye Yesu.

*Nkwiye Yesu, Nkwiye Yesu,*
*Mmukwiye mu mutima;*
*Ngw antabare, ankize,*
*Akur' ivyaha vyanje,*
*Ubu n'imisi yose*
*Ndakwiye Yesu.*

2. Nkwiye Yesu, yabay' umukunzi,
Ndamusavye ngw anjane mu nzira;
Nkwiye Yesu, ngw antsindir' abansi;
Jewe kubganje nta co mmaze,
Nkwiye Yesu.

3. Nkwiye Yesu, kukw ari w'ankunda;
Nta wundi ngaha yoba nka Kristo:
Nkwiye Yesu, nta wundi yonyoza,
Ni we rukundo, ni we nzira,
Nkwiye Yesu.

## 135 *Uzoha Yesu iki? M.S.*

1. Mbega ko Yesu yatanz' amaraso
yiwe ku musaraba,
Ko yatanz' ubugingo bgiwe
agukure mu vyaha vyawe.

*None se mugenzi uzomuh' ik' uwo*
*Mucunguzi,*
*Yatanz' amaraso ng' ukizw' ivyaha,*
*None s'uzomuh' iki?*

2. Har' aho wigeze kwibaz' ivyiza
vyose biri mw ijuru?
Womeny' ivyo Yesu yasize
mw ijuru mu kuz' aha mw isi?

3. Uraz' imibabaro Yesu yagiz' ari
ku musaraba?
Uko bamutey' icumu akav' amaraso
bo n'amazi?

4. Womeny' urukundo
rw'akaburarugero Yes' agukunda?
Uraz' urugero rw'imbabazi ziwe
n'ikigongwe ciwe?

## 136 r *Take my Life. T.H. 21*

1. Ubu bugingo bganje bgose,
Ehe ndabuguhaye Mukiza,
Kand' ukubaho kwanje kwose
Nze name nkunezereza Mwami,
Nze name nkunezereza.

2. Aya maboko yanje Mwami,
Yam' akor’ ivy' umbarira vyose,
Ibi birenge vyanje na vyo
Ngo bij'ah'ugomba gusa Mwami,
Ngo bij' ah'ugomba gusa.

3.Kand' ijwi ryanje na ryo n' uko,
Ngo rib’iryo kugushimagiza,
Kand' aka kanwa kanje Yesu,
Ngo nkavugish' ubutumwa bgawe,
Ngo nkavugish' ubutumwa.

4. Kand' ivyo mfise vyose, Mwami,
Sinoshobora no kubikwima,
N' ubgenge bganje na bgo nyene
Uhor' ubukoresh' ivy' ugomba,
Ubukoresh' ivy' ugomba.

5. Hindur' uyu mutima wanje,
Ivy' ukunda bib' ari vyo nkunda,
Simbe ngisubira kuvyanka,
Mmenye kw ari wewe Mwami wanje,
Mmenye kw ari wewe Mwami.

6. Uko mfis’urukundo kwose
Kub' ari ko nzohora ngukunda,
N' unyemere mb' uwawe rwose,
Ehe nditanze, simbe nciganza,
Nditanze, simbe nciganza. .

## 137 *Thine forever. G.B. 687*

1. Man' utwumvire, tube
Abawe tukiriho,
Uz' utujan' i wawe
Dusanzwe tur' abawe.

2. Tukirwanya Satana,
Mukiz' udukingire,
Ur' inzira n' ukuri,
Uhor' utuyobora.

3. Mukiza, hahiriwe
Abaguhungirako: Yesu
Mukunzi wacu,
Ni nde yokutunyaga?

4. Tur' ubusho bg' intama
Z' intege nke, ariko
K' ur' Umwungere wacu
Biraturemesheje.

5. Ni wew' uturagira,
Ukatumar' ubgoro,
Ukadukiz' ivyaha
Kand' ukazotwakira.

## 138 r *C’est mon joyeux service. M.S.*

1. Yesu, Mukiza wanje,
Nguhany' akaneza
Uyu mubiri wanje
Ng’ub' uwawe wose.

*Emer' ico nshikanye*
*Mukunzi w' Imana,*
*Utume Mpwemu Yera*
*Aze kuri jewe*

2. Sintinya no kuguha
Ubugingo bganje,
Kubg' imbabazi zawe,
Mucunguzi wanje.

3. Kand' umuriro musha
Wake muri jewe,
Ummare mu mutima
Ibitar' ivyawe.

4. Yesu Mwam' uze vuba
Ube Databuja,
Mb' uwaw’ imisi yose,
Kuk' uzam' unkunda

## 139 r *Draw me nearer. G.B.483; T.H. 206*

1. Nd'uwawe Mwami, kuko numvise
Ijwi ryawe ry' urukundo,
Ariko nifuza kukwizera
No kukwegera rwose.

*Nyegereza hafi yawe, Mukiza,*
*Hafi y' umusaraba,*
*Nyegerez' urubavu rwawe, Mwami,*
*Rumwe rwancumitirwa.*

2. Unsabishe Mwami, nkuyoboke,
Nshobozwa n' ubuntu bgawe,
Ivyo ngomba bicik’ivy’ugomba,
Ngutumbere nkwizeye.

3. Eka ndanezerewe ko ndonse
Uko twobonana nawe,
Nd'imbere y'inyundo zawe Mwami,

Tukayaga nk' incuti.

4. Sinoruha ntahur'urukundo
Rwawe nkiri mu mubiri,
Nzorumenyana n' umunezero
Ni nashika mwi'juru.

## 140 r *Lead me to Calvary T.H.101*

1. Mwami, ndakwimits' uganze
Mu mutima wanje,
Sinibagire ya mahwa,
Njan' i Gologota.

*Ivyabay' i Getsemane,*
*N'ivyo wababajwe vyose,*
*Noyé kuzovyibagira,*
*Njan' i Gologota.*

2. Unyereke ya mva Mwami,
Aho bagushize,
Aho marayika yera
Yaray' ateramye.

3. Ndaje nka Mariya Mwami,
Kugushikanira,
Nyerek' imva kw iri gusa,
Njan' i Gologota.

4. Mpa gutwar' umusaraba,
Niyanke ngukunde:
Nsangire naw' igikombe
Wanyoye kubganje.

## 141 r *I'll live for Him. M.S.*

1. Mwami, nguhay' ubugingo
Kuko wantangiy' ubgawe,
Umpe kwama nkuyobotse
Murokozi wanje.

*Nzama nd' uw' uwampfiriye,*
*Mfis' umunezero mwinshi,*
*Nta ho nciganza, nd' uwiwe,*
*N' Umukiza wanje.*

2. Nizigiye k'unzigama
Kuko wapfuye ngo mbeho,
Nzama nkwizigira Yesu,
Murokozi wanje.

3. Wampfiriy' i Gologota
Rugira ng' unkize simpfe,
None ndakwihaye rwose,
Murokozi wanje.

## 142 r *M.S.*

1. Untwar' untwar' untware Yesu,
Mwami Yesu, ng' unganze,
Nsabisha mb' umushumba wawe,
Mwami Yesu, ng' unganze.

2. Ivyaha vyanje vyari vyinshi,
Mwami Yesu, ng' unganze,
Ariko warabinkuyeko,
Mwami Yesu, ng' unganze.

3. Warampay' amahoro menshi
Mwami Yesu, ng' unganze,
Aho wanshika mu mutima,
Mwami Yesu, ng' unganze.

4.Gumana nanj'imisi yose
Mwami Yesu, ng' unganze,
Ni tutabana nzoba mpfuye,
Mwami Yesu, ng' unganze.

## 143 *More love to thee. T.H.278*

1. Ndagusavye wewe Yesu Mwami,
N' umpe s' urukundo rushitse pe,
Ngomba kukwizera n' umutima wose,
Yesu Kristo, mp' urukundo.

2. Kera nari nkunz' ivya Satani,
Noneh' uyu musi nkunze wewe,
Ubu ndaguherej' umutima wanje,
Yesu Kristo, mp' urukundo.

3. Na ntaryo nzohora nshima Yesu,
Nzomukurikira Yes' Umwami,
Yesu, mfasha rwose, ump' ubukomezi,
Yesu Kristo mp' urukundo.

4. Ngomba kwitegura, mpeb' ivyaha,
Uje kutujana ntuz.' unsige,
Mp' umutima mwizan'ukwitonda
kwose, Yesu Kristo, mp' urukundo.

## 144 r *My Jesus I love Thee. G.B.461 (1). T.H.299*

1. Yesu, ndagukunze rwose, ndakwihaye,
Ndahevy' ibihimbaro vy' ivyaha vyanje,

Ni wewe Mukiza  wanje mwiza, nkuyoboke:
Nta ho nari nigeze kugukunda nk' ubu.

2. Ndagukunze kuko wabanje kunkunda
Ukanyigura ku git' i Gologota,
Ngukundiy' amahwa wanyambariye mu mutwe:
Nta ho nari nigeze kugukunda nk' ubu.

3.Nzogukunda nkiriho, n'aho nzopfira:
Ngihumeka sinzobura kugushima,
N'iyo nzoba ndiko ndapfa, nzokubarira nti
Nta ho nari nigeze kugukunda nk'ubu.

4. Maze ni nashika mu rugo rwa Data
Rurimwo ya mazu waduteguriye,
Nzunam' imbere y'inyonga zawe ndirimba, nti
Nta ho nari nigeze kugukunda nk' ubu.

## 145 r

***Qu'il fait bon à ton service. Tune G.B147***

1. Ni vyiza kugukorera
Mukiza wanje
Ni ryo shikanwa nshikanye,
Rirannezera.

*Akir' ubugingo bganje,*
*N' ubgawe Yesu;*
*Kandi kubg' ubuntu bgawe*
*Undind' Umubi.*

2. Mwam' ico nifuza cane
N' ukwera kwawe.
Nta kindi ngikund' atari
Kugukorera.

3. Ngomba kugukorera nka
Za ntumwa zawe,
Ngukurikire Mukiza,
Nkwubahe rwose.

4. Singitiny' umubabaro
N' ibindi vyago;
Ni wewe kwizera kwanje,
N' ivyiza vyanje.

5. Twese tuj' imbere hamwe
Muri bga bgiza;
Turirimban' indirimbo,
Twame tunesha.

**URUKUNDO**

## 146

***Love Divine. G.B.641***

1. Rukundo rurut' urundi
Ngwin' utwuzure none,
C'usohor' urwanko rwacu.
Ngwin' utugereremwo.

2. Yesu we, Munyakigongwe,
Zan' agakiza kawe,
Shika mu mitima yacu
Utwuzuz' urukundo.

3. Tuma Mpwemu wawe Yera
Atubarir' ivyawe,
Tubone kuragw'ivyiza
Wadusezeranije.

4. Udukuremw' agatima
Kama gakund' ivyaha,
Ntidutwarwe na k'ukundi:
B'ari wew' utuganza.

5. N' uze se Soko y' ubuntu,
Kuko tugukumbuye,
Ducik   ivyaremwe bisha
Bitagir' agasembga.

6. Tuzogutazira Mwami,
Ni twashika mw ijuru,
Dushiz'ibitsib' imbere
Y' intebe yawe yera.

## 147 r

***Loved with everlasting love G.B.386. T.H.28***

1. Uburyo Yes' ankunda
Burantangaza rwose,
Ubuntu yangiriye
Ni bgo bubimmenyesha.
Ndons' amahor' ashitse,
N' umunezero mwinshi:
Nd' uwa Yesu, ndabizi,
Na we nyene n' uwanje.

2. Abadafise Yesu
Harih' ico batazi:
Ntibabon' urukundo
Uhorah' adukunda;
Ivyo yaremye vyose

Vyama birutwereka:
Nd'uwa Yesu, ndabizi,
Na we nyene n’ uwanje.

3. Ker' ivyanter' ubgoba
Noneho ntibinkoma,
Niseguy' ukuboko
K'Umukiz' ankikiye.
Nta handi mbon' impore.
Ni we Muvyey'ankunda:
Nd' uwa Yesu, ndabizi,
Na we nyene n' uwanje.

4. No kugeza ku rupfu
Nta codutandukanya.
Kubg' urukundo rwiwe
Nuzuyemw' amahoro.
Nah' isi yokurwaho,
N'izuba n'inyenyeri
Nd' uwa Yesu, ndabizi,
Na we nyene n’ uwanje

## 148 r *There is no love like the Love of Jesus G.B.257*

1. Nta rukundo rusa n' urwa Yesu,
Mw isi nta ruriho,
Abiw' azobakoraniriza
Mw ijuru kwa Data.

*Nyaruka, winjire*
*Mur' urwo rukundo,*
*Mu rukundo rwiza rw' Umukiza*
*Yapfiriye twese.*

2. Nta wundi mutima nk' uwa Yesu
Wuzuy' imbabazi,
Arazi rwos' amarira yacu
Bo n' imibabaro.

3. Nta rindi jwi risa n' irya Yesu
Riduhamagara
Mu mazina yacu; tumwitabe,
Tumukurikire.
4. Nta mpera zingana n' izo Yesu
Azoh' ab' akunda;
Azobiduha tumwizigiye,
Tukamuyoboka. .

## 149 *Love never faileth. M.S.*

1. Non' urukundo rwa Yesu Kristo
Ntirwodusiga, rwotugumisha;
Ivv' isi vyohera, tuzoshamvura,
Nyamar' urukundo ntirushira.

*Rwa rukundo rw' Umukiza*
*Ruzicara mu mutima wanje;*
*Non' urukundo rwa Yes' Umwami*
*Ruzoramb' imyaka n' imyaka me.*

2. Ubgami bgose. kand' ubukuru,
Ntaco bimaze, bizoher' ubu;
Ubutunzi bgose buzomar' iki?
Ico kidufasha n' urukundo.

3. Kand' urukundo rw' Umutabazi
Ruzodukiza rya shavu ryacu;
Ruzokwikorer' ibituremera,
Ruzoduh' umunezero wose.

## 150 r *Jesus loves even me. G.B.685. T.H.90*

1. Nnezerewe ko Data wa twese
Yammenyeshej' urukundo rwiwe;
Mu vyiz' Imana yavuze vyose
Nta kirut' iki ko Yes' ankunda.

*Nnezerewe ko Yes' ankunda,*
*Arankunda arankunda,*
*Nnezerewe ko Yes' ankunda,*
*Naho ntabikwiye.*

2. lyo nzimiye nkamubabaza,
Ntareka kunkunda, ntabikwiye,
Kand' ikinsubiz' aho Yes' ari
N’uko nibuk' urukundo rwiwe.

3. Ni nashik' i we mu bgiza bgiwe,
Nzama ndirimb' ik' imisi yose?
Nzama mmubazish' indirimbo nti
Yesu n' iki cakunkundishije?

4. Kand' urukundo ni rwo rwazanye
Yesu kuncunguz' urupfu rubi,
Kukw arankunda, ndabizi neza,
Nanje ndamukunda ndamushima

## 151 r *One there is all others. M.S*

1. Yes' arush' abandi bose
Kudukunda,
Arush' ukw abav' ind' imwe
Bakundana.

Nah' abo dukunda bose
Boduharuruka cane,
We nta ho yohemukira
Ab’ akunda.

2. N'iki gihesh' ubugingo
Budashira?
S'ukumenya Yesu wacu
Adukunda?
Hamwe twari tuzimiye,
Yaturondeye nk' intama,
Aratubon' atuzana
I muhira.

3. N'Umukunzi wacu mwiza,
Kand' akunda
Kuduh' imigisha myinshi
N'imbabazi
Imitima yac' ikunda
Kumwumvira muri vyose.
No kumwizigira cane
Tudatinya.

4. Kand' ivyaha vyacu vyose
Vyakuweho
Kubg' urukundo rwa Yesu;
Ni w'aduha
Gutsind' ihitwosha nabi
Akatuzigama rwose.
Akatujana mu nzira
Yiwe nziza.

## 152 r ***No,not one. G.B.358; T.H.219***

1. Nta wundi mwam' ameze nka Yesu,
Oyaye, nta na mba!
Nta wundi wo kudukiz' urupfu,
Oyaye, nta na mba!

*Yes' araz' amarira yawe,*
*Bo n’ ibikunezereza.,*
*Ni we natoye ngw anjane hose,*
*Nta wundi, oyaye.*

2. Nta wundi yer' ameze nka Yesu,
Oyaye, nta na mba!
Nta w' agahore, nta mugwaneza,
Oyaye, nta na mba!

3. Har' umus' atatunezereza?
Oyaye, nta na mba!
Hari n' ijor' atatuzigama?
Oyaye nta na mba!

4. Har' uwiw' arekera mu vyago?
Oyaye, nta na mba!
Hari n' umunyavyaha yohinda?
Oyaye, nta na mba!

5. Har' ingabir' ingana na Yesu?
Oyaye, nta na mba!
Mbega mw ijuru h' azohatwima?
Oyaye, na gato!

6. Tumushime, tumuririmbire,
Ego me, n' ashimwe!
Ni yaz' az' asange tumwiteze,
Araza, nyakuza!

## 153 r ***Glory to Jesus. G.B.488; T.H.272***

1. Yesu wankunze,
Sinz' icakunkundishije!
Mukiza mwiza,
Yesu wankunze ntabibereye,
Waje gukiza abanyavyaha,
Kuko wancunguye nokwigura.

*Ngushime Yesu, nze mpore*
*ngushimagiza*
*Mukiza mwiza,*
*Ngushime Yesu ngushimagize,*
*Ngushime Yesu, Mukiza mwiza,*
*Nzokuririmbir' ibihe vyose.*

2. Warankijije ntari mbibereye namba;
Mukiza mwiza,
Warankijije ntabibereye,
War' impongano y'ivyaha vyanje
Hamwe wampfira ku musaraba.

3. Ni w'undongora ko ntaz' inzira
y'iyo nja:
Mukiza mwiza.
Ni w'undongora ko ntaz' inzira:
Ngukurikire ah’uja hose,
Ari mu nzira nziza canke mbi.

4. Uzomp' impera nsohoy' i wawe
mw ijuru. Mukiza mwiza,
Uzomp' impera nshitse mw ijuru,
Maze nzobona ivyiza vyawe,
Nguhimbazanye n'abera bose.

## 154 *M.S.*

1. Yesu, wantangiy' ubugingo,
Umpumur' amaso Mwami wanje,
N'ivyanje vyaha wishizeko
Mu kumpfira ku musaraba.

2. Ewe rukundo wangiriye!
Nta wundi mw is' akundan' atyo:
N'ubuntu bgawe bganyimitse,
Nzorinda mpfa nkigukorera.

## 155 r *My Saviour's Love. T.H.156*

1. Ndatangara nshits' imbere
Y'Umunyanazareti,
Nibaza ntangaye cane
Icamunkundishije

*N'igitangaza, n'igitangaza,*
*Ni yo ndirimbo yanje;*
*N'igitangaza, n'igitangaza*
*Yuko Yesu yankunz' atyo.*

2. Ni kubganje yasenz' ati
Ntibibe nk' uko ngomba;
Ivyiwe si vyo vyamwishe,
N'ivyaha vyanje gusa.

3. Nibuk' ingene yabize
Urwuya nk' amaraso;
Ivyo vyabaye kubganje
Rya jor' i Getsemane.

4. Yikorey'ivyanje vyaha
Abihindur' ivyiwe;
Naho w'ata co yakoze:
Vyose yarabizize.

5. Yangiriye mu gishingo
Ngo nze nkir' urwo rupfu,
Ni naja mw ijuru na ho
Nzatur' uko yankunze.

## 156 r *Igave My Life for thee. T.H.280*

1. Ni jewe Yesu natanze
Amaraso yanje,
Nayatanze ngo mukire,
Muve mu vyaha vyanyu.
Naratanz' ubugingo bganje,
Non' uzomp' iki weho?
Naratanz' ubugingo bganje,
Non' uzomp' iki weho?

2. Narahevy' ivyiza vyanje
Vyose vyo mw ijuru,
Nasiz' umuco kwa Data
Nza mu mwiza w'iyi si,
Nahevye vyose ngo mbakize,
Non' uhevy' iki weho?
Nahevye vyose ngo mbakize,
Non' uhevy' iki weho?

3. Naragiz' umubabaro
Mwinshi mu kubambga,
Natanz' amaraso yanje
Ngo ndabakiz' ivyaha,
Narikorey' ivyaha vyawe,
Wikorey' iki weho?
Narikorey' ivyaha vyawe
Wikorey' iki weho?

4. Naragucunguye wewe
Ng' ukurwe mu vyaha.
Naje nkuzaniy' ikigongwe
N'urukundo rwose,
Naje nkuzaniy' ingabire,
Unzaniy' iki weho?
Naje nkuzaniy' ingabire,
Unzaniy' iki weho?

## 157 r *Give me a sight, O Saviour. G.B.161*

1. Mukiz' umpe kumenya,
Naho kob' agace
K'urukundo rutangaje
Rwatumy' udupfira.

*Umpe kumenya Yesu*
*Uko wababajwe, hamw'*
*Uwera yank' ivyaha pe*
*Wishirakw ivyandiko.*

2. Nuk' umpe kubimenya,
Kukw ari bikuru,
Bikarut' uko vyomenywa
N' umuntu wo mw isi.

3. Mbega n'imisumari
Yakubamvye Yesu?
Oyaye, ni rwa rukundo

Urw' unkunda jewe.

4. Ntangajwe na rwa rupfu
Wampfiriye, Yesu,
Rwashoboye kuncungura
Ngo nkire rwose pe.

5. Ni rwo runkiz' ivyaha
Bose bambonako,
Bo n'ibihishijwe vyose,
Rukabinkurako.

6. Mukiza, njanjagura,
Unyigandurire,
Unyemeze k'unnesheje,
Unyimemwo, Mwami.

## 158 r *Hark my soul, it is the Lord. G.B.349*

l. Umvir' ijwi rya Yesu,
Ni we Mukiza wawe;
Umv' arakubaz' ati
Munyavyah' urankunda?

2. Nyina yokwibagira
Uruhinja yavyaye?
Nah' ivyo vyoshoboka, '
Jeho nama nkwibuka.

3. Ni je nakubohoye,
Nkuvur' ibikomere.
Ni je naguhabuye,
Nkwakir' uri mu mwiza.

4. Kand' urukundo rwanje
N'akaburarugero,
Rurut' urundi rwose,
Kuko rutarangira. ;

5. Igihe ni cashika
Nzokujana mw ijuru,
Tuzosangir' ubgami:
Mbega non' urankunda?

6. Yesu birambabaje
Ko ngukund' urukundo
Ruke ruri mu nyuma
Y'urwo rukundo rwawe.

7. Ariko ndagukunda,
Naho bidashimitse:
Umpe kurushiriza
Kugukunda, Mukiza.

## 159 r *Love Lefted me. M.S.*

1. Nariko ndadobera mu ruzi
nv' urupfu,
Ntwawe n' ibicumuro, nibizwa
n' ivyaha,
Hanyuma mbona Yesu
ndamuborogera:
Ac' ancakira vuba, arankiza.

*Nakijijwe n' urukundo!*
*Nta wundi Mutabazi atari we!*
*Nakijijwe n' urukundo!*
*Nta wundi Mutabazi Atari we!*

2. Wa munt' uri mw irinde,
rangamiza none,
Yesu ni we Mukiza arakurokora
Ni w' aganz' imikuba
ntiz' igutembane,
Non'agomba kugukiza: emera!

3. Noneho ni nashika mu magorwa
menshi,
Nzi kw atazondengera,
Yes' azontabara;
Azommaramw' ubgoba
azomp' ivyo nkennye:
Ni kw azokugirira ni wemera!

## 160 *Oh I love Him. M.S.*

1. Ndamukunda, mbitewe n' uko
Yabanje kudukunda;
Ndamushima, nzama mmukorera.
Ubu n'ibihe vyose.

2. Yes'ashimwe, turamushima,
Kubg' urupfu yapfuye,
Haleluya, turamushima
Kukw'ari we Mukiza.

3. Yes' umusaraba w' isoni
Warawunkirishije,
Unkura mu nzu y' ibohero
Aho nari ngorewe.

4. Ndagushimir' ubuntu bgawe,
N' imigisha wampaye,
N' umunezero wawe mwinshi

Utabonwa n' ab' isi. :

## 161 r *Tell me the story of Jesus. G.B.123; T.H.197*

1. Mp' amakuru y' ivya Yesu,
Ubindumishe vyose,
Ririmb' indirimbo nziza
Irut' izindi zose,
Imw' abungere bumvise
Ya ba bamarayika,
Ng' Uhoratto ni yubahwe.
No mw isi ni hab' amahoro.

*Mp' amakuru y'ivya Yesu,*
*Ubindumishe vyose,*
*Ririmb' indirimbo nziza*
*Irut' izindi zose.*

2. Mbgir' uko Yesu yahwanye
N' Umurwanizi mubi,
Uko yamutsindishije
Ijambo ry' ubugingo.
Unyibuts' imibabaro
Yababajwe kubganje,
Kwar' ukugira ngw' aduhe
Agakiza katazoshira.

3. Mbgir' ivy' urupfu rwa Yesu
Yampfiriye ku giti,
Ririmb' ukuzuka kwiwe,
Ni kwo nganji ya twese.
Kukw icatumye ncungurwa
Ar' urukundo rwiwe,
Yampfiriy' akanzukira:
Muhimbaze, birarangiye.

## 162 r *Tell me the Old, old story G.B.204; T.H.116*

***(omitting lines 5-8 OF tune)***

1. Ngwin' umbgir' ivya Yesu,
Ingene yankunze,
Uko yavuye mw ijuru
Ngw agender' abantu.

*Mbarir' ivy' ico gihe,*
*Ivy' akanyamuneza,*
*Vug' ivya Yesu wacu*
*N' urukundo rwiwe.*

2. Twogereranya n' iki
Ivyo yababajwe.
Yaremeye no kubambga,
Ngw adukiz' ivyaha.

3. Ubushobozi bgiwe
Ni bgo bgamuzuye,
Tureke gutiny' urupfu,
Natw' azotuzura.

4. Twibuk' ijambo ryiwe,
Ati Nzogaruka,
Mbajan' i wanj' i muhira,
Mbaruhurireyo.

5. Tubgir' aband' ivyiwe,
N' urupfu yapfuye,
Bumv' ivyo yabakoreye,
Bamukurikire.

## 163 r *Jesus Who lived above the sky. Tune. G.B.682*

1. Uhereye kera hose
Yesu yamy' ari mw ijuru
Ar' i buryo bg' Uhoraho, Ni yo
Man' isumba vyose.

2. Urukundo rwiwe rwinshi
Rwamuzanye mur' iyi si,
Avuka nk' abandi bantu,
Ashir' ubgan' arakura.

3. Akuze yigish' abantu
Ivy' Imana vyiza vyose,
Abarwaye bamwizeye
Yabakiz' ivyago vyabo.

4. Kandi yakiz' ibimuga
Abibgiy' ijambo gusa,
Yakor' abanyamibembe,
Bamwizeye bagakira.

5. Kandi n'abari bapfuye
Yashobora kubazura,
Nta ho Yesu vyamwankira
Gukiz' umunt' amwizeye.

6. Kand' ikirut' ivyo vyose
Yakunda kubgir' aboro
Ivy' urukundo rw' Imana,
N'agakiza kadashira.

7. Maz' abantu babi cane
Batemey' ivyo yavuze,

Baterwa n'ishari ryinshi
Kumufata no kumwica.

8. Babamb' Umukiza wacu
Ku musaraba w'isoni,
Bamutoboy' ibiganza
Yakirish' abababaye.

9. Nuko yaradupfiriye
Ngw adukiz' ivyaha vyacu,
Aja mu gishingo cacu;
N'umunyarukundo rwinshi.

10. Kand' uz' ah' ar' amwizeye
Ntiyobura kumwakira;
Yarasezeranij' ati
Sinzirukan' uj' aho ndi.

## 164 r *Jesus My Saviour to Bethlehem come G.B.125*

1. Yes' avukiy' i Betelehemu,
Bamuryamika mu bgato bg'inka;
N' umunyembabazi nyinshi cane
N’ Umukunzi wacu. t/mv' uko yadukunze,

*Umv' uko yadukunze,*
*N' umunyembabazi nyinshi cane,*
*N' Umukunzi wacu.*

2. Yesu yancunguriye ku giti,
Kand' abohor' umutima wanje,
N' umunyarukundo runtangaza.
Ni je yapfiriye.
*Ni jewe yapfiriye,*
*Nijewe yapfiriye,*
*N' umunyarukundo runtangaza*
*Ni je yapfiriye.*

3. Abazimiy' arabarondera,
Abahamagar' adahumeka;
Mwumv' ,ijwi ryiwe mwa banyavyaha,
Arahamagara.
*A rabahamagara,*
*Arabahamagara,*
*Mwumv' ijwi ryiwe mwa banyavyaha,*
*Arahamagara.*

4. Abacunguwe n' urwo rukundo,
Ntidusubire mu bicumuro,
Uwamana na vyo ntiyokizwa,
Aduha kunesha.
*Aduha kubinesha,*
*Aduha kubinesha,*
*Uwamana n' ivyaha ntakizwa,*
*Aduha kunesha.*

5. Yes' azogaruk' atujan' iwe,
Tugumane na w' imisi yose,
Kuko yabisezeranye natwe,
Agir' agaruke.
*Azogaruka vuba,*
*Azogaruka vuba,*
*Kuko yabisezeranye natwe.*
*Agir' agaruke.*

## 165 *M.S*

1. Imana yaduhay' Umwana wayo, (3)
N'Umukiza wacu.

*Ego, ego, ego, n'imbabazi (3)*
*N'Umukiza wacu.*

2. Mariya yavyariye mu nzu y'inka
Umukiza wacu.

3. Yesu yasiz' icubahiro ciwe:
N'Umukiza wacu.
4. Yesu yaradupfiriye ku giti:
N'Umukiza wacu.

5. Yaviriy' amaraso yiwe hasi:
N'Umukiza wacu.

6. Yabambge ku giti mu kudukiza.
N'Umukiza wacu.

7. Yesu yadutey' akanyamuneza:
N'Umukiza wacu.

8. Yes' azogarukan' ubgiza bginshi:
N Umukiza wacu.

# UBUGINGO BUSHASHA

## 166 r *Come Thou Fount of every blessing. T.H.298*

1. Ngwino Soko y'umugisha
Mp' umutim' ugushima,
Migez' idakama myiza,
Tugutazire cane.
Nyigisha kwama ngusenga
Ngo mmeny' ubgiza bgawe,
Nizigir' ubgami bgawe,

Unyuzuz' urukundo.

2. Ibikuru wankoreye
Uhor' ubinyibutsa,
Nizigiye k'uzonjana,
Ukanshitsa mw ijuru. ;
Wandondeye nazimiye,
Nari kure y'Imana;
Kandi ng' uncungur' urupfu,
Wemeye kumbambirwa.

3. Ndi mu mwenda wawe Mwami,
W'imbabaz' ungiriye;
Unyigize hafi yawe.
Mmeny' urukundo rwawe.
Ndafis' ibinyosha nabi,
Bigomba kukunyaka;
Akir' umutima wanje,
Unzigam' unkize pe.

## 167 r *AShelter in the time of storm. G.B.344; T.H.120*

Yesu ni we nihishamwo,
Amberey' ubuhungiro;
Nta conkurakw amahoro,
Amberey' ubuhungiro.

*N'ibuye ry'igitare rikomeye,*
*Rikomeye, rikomeye,*
*N'ibuye ry'igitare rikomeye,*
*Amberey' ubuhungiro.*

2. Ku murango n' igitutu,
Amberey' ubuhungiro;
Anzigama no mw ijoro,
Amberey' ubuhungiro.

3. Nta bibi vyonter' ubgoba,
Amberey' ubuhungiro;
Nta mwansi n' umwe yonkanga,
Amberey' ubuhungiro.

4. Nta ho nzov' aho Yes' ari,
Amberey' ubuhungiro;
Na we ntazompemukira,
Amberey' ubuhungiro.

## 168 r *Safe in the arms of Jesus. G.B.342*

1. Uwo Yes' agumbiriye,
Nta bgoba yogira,
Urukundo rwiwe rwinshi
Ni rwo ruturuhura.
Ni mwumv' amajwi yera
y'abatugiy' imbere,
Umve baririmbira
Neza mw ijuru, bati

*Uwo Yes'agumbiriye*
*Nta bgoba yogira,*
*Urukundo rwiwe rwinshi*
*Ni rwo ruturuhura.*

2. Uwo Yes' agumbiriye
Yam' amuzigama,
Uburake bga Satani
Ntibgomuter' ubgoba.
Kand' amarushwa na yo
Ntiyomucobogoza,
Atewe na yo cane
Yama yizeye Yesu.

3. Kuko Yesu yampfiriye
Azomp' amahoro,
Ni we Rutare nshinzweko
Nzohora mmwizigiye.
Ahor' angumya cane
Mur' iyi misi yose,
Ni naduga mw ijuru
Nzomuhimbaza rwose.

## 169 r *O God our help in ages past M.S.*

1. Mana, ba sogokuruza
Warabatabara.
Na twebge ni wewe gusa
Twizigiye cane.

2. Mu gihuhuta ni wewe
Uzigam' abawe,
Kand' abaguhungiyeko
Baronk' amahoro.

3. Abakwizigira kera
Wamy' ubazigama,
Natwe nta wundi tugomba
Wo kudutabara.

4. Imisoz' itararemwa,
Is' itarabumbga,
Ur' uko wamy' uhereye
Kera hose Mana.

5. Imyak' igihumbi Mana,

Kuri wew' imeze
Nk' umus' umwe, canke mbere
Nk' igicugu kimwe.

6. Imyak' itwar' ivy' iyi si
Nk' uruzi rutemba,
Bikibagirwa n' ingoga,
Nk' inzozi z' umuntu.

7. Man' udahinduka, nk' uko
Wadufasha kera,
B' ari k' udukiz' ubu, no
Mu bine bizoza.

# 170

1. Man' uduh' umunezero
Wuzure mu mitima,
Dushobore kugushima,
Wewe Data mw ijuru.

*Tunezerwe, tunezerwe,*
*Jzuba ry' imbabazi*
*Ngo rihore ritwakira twese,*
*Humvikan' indirimbo.*

2. Kand' Umwam' adukikire
Ni ho tuzohimbarwa,
Tukarereshw' umutsima
W ubugingo n' ubuntu.

3. Tuzomera nk' ikigazi
Mu kwam' imbuto nyinshi,
Kugez' aho tuzitora
Mu bitsibo vy' umuco.

# 171 r

***Like a river glorious. G.B. 333***

**1.** Amahor' atangwa na Yesu wacu
Ntagir' akagero, nta h' azoshira,
Yam' ahumuriza abayafise,
N' utayata, nta ho woyakurwako.

*Wizigir' Imana, uyizigira*
*Ntabur' amahoro mez' adashira.*

2. Abo Yes' azigamish' amaboko
Nta mwans' ashobora kubashikako:
Kandi nta maganya yohagarika
Imitima' izigamwa n' Umukiza.

3.Ibitunezera n' ivyago vyose
Biva mu rukundo rw'
Umwam'Imana,
Ntugakekeranye,uyizigire
Ntiyohemukira uyizer' artyo.

# 172

***M.S.***

1. Ntangazwa n' ubuntu bg' Imana
Butwikir' ivyaha nakoze,
Bgasutswe mw is' i Gologota,
Ni bgo maraso y' Umukiza.

*Wa buntu we butangaje!*
*Buntu bgo kunyez' umutima!*
*Wa buntu we butangaje.*
*Butwikir' ivyaha nakoze.*

2. Nariko ndadobera rwose
Mu ruzi rw' urupfu n' ivyaha,
Maz' ubuntu bg' Imana bginshi
Bundobesha wa musaraba.

3. Sinshobora guhish' ivyaha:
Nokura heh' icobinyoza?
Raba rwa ruzi rw' amaraso,
Wisukemwo ng' ubone kwera.

4. Rab' ubgo buntu butangaje,
Burenz' ubgo twomenya bgose.
Yew' ugomba gukizwa rwose,
Ntiwokwakir' ubgo buntu se?

# 173 r

***The King of Love. G.B.390***

1.Imana ni yo Mwungere
Andagiz' urukundo.
Nizigiye yuko ntazokena,
Kuko nd' intama y'Imana.

2. Ni y' indyamika mu canya
C ubgatsi bgiza cane,
Injan' i ruhande y' imigezi
Itemba nez' idasuma.

3. Insubizamw' intege nsha.
Zindemesh' umutima,
Inyobora mu nzir' itunganye,
Kubg' izina ryayo ryera.

4. Naho noca no mu mwonga
w' igitutu c' urupfu,
Sinogir' ikibi ntinya na mba,

Kuko tuba turi kumwe.

5. Undemeshesh' ikibando
Cawe Mukiza wanje.
Ni wew'uzompumuriza Mana,
Ni nashika no ku mpfiro.

6. Untunganiriz' ameza
Mu maso y' abanyanka,
Ukansig' amavuta mu mutwe,
Uriyujurij' igikombe.

7. N' ukur' imbabazi zawe
Zizohorana nanje,
Na ntaryo nzoba mu ngoro yawe,
Bimpimbaye bihebuje.

## 174 ***His Yoke is easy. M.S.***

1. Umwami ni we Mwungere wanje.
Amvyagiza mu canya,
Kand' andongor' i ruhande
Y' amaz' adasuma.

*Ingata yiwe ntah' ibabaza, ,*
*ukuri pe, n' ukuri pe*
*Anshora ku ruzi rw' amazi,*
*Ahesh'ubugingo.*

2. Natakiy' uwo Mwungere wanje ;
Ngw ansubizemw' intege
Zo guca mu nzira nziza
Kubg' izina ryiwe.

3. Naho noca mu mwonga w'urupfu,
Sinzogir' ico ntinya,
Ko ngendana n' Umwungere,
Ni w' ampumuriza.

## 175 r ***Jesus is our Shelperd. G.B.653***

1. Yesu n'Umwungere
Wac' aduhoza,
Kw ari w'atureze
Mbe twotiny' iki?
Tumukurikire
Iy' aja hose,
Naho hoba habi
Cank' ari heza.

2. Kand' uyo Mwungere
Turamuz' ijwi,
Riratunezera
Iyo turyumva;
Kand' iy' aduhannye
Nta h'ayogora,
Ni w'atwiharije,
Ni we Ndongozi.

3.Yavuy' amaraso
Kubgacu twese,
Yaducucagiye
Ayo maraso.
Ac' adushirako
Ikimenyetso
Ni co Mpwemu Yera
Twacits' abiwe.

4. Yesu n'Umwungere
Atuzigama,
Nah' amabingira
Yoz'atontoma Ntiyodushikira,
Kwaturwanira; Azoturenganya
Hirya y'urupfu.

## 176 r ***Ask the Saviuor to help you. G.B.498.***

1. Ntiwumvir' Umubi aza kukwosha,
Umwumviye wese ab' acumuye;
Womutsinda none kubg' Umukiza
Vyokwama bigufasha kumunesha

*Saba Yes' agufashe,*
*Kand' aguhumurize,*
*Niw'azokuzigama,*
*Akuneshereze.*

2. Wirind' ubucuti bg' abantu babi
Bakunda kukwosha gukor' ibibi,
Ntukavug' ijambo ritey' isoni,
Izina ry' Imana wam' uryubaha.

3. Wam' ugira neza, ufash' abandi,
Wirinde kubesha no guhendana;
B' inyankamugayo, ubishobojwe
N'Umukiz' aganz' umutima wawe.

4. Unesh' Umubi yasezeranijwe
Kuzohabg' igitsibo c' ubugingo:
Nta ntege dufise, yamara Yesu
Ni we Mutabazi adushoboza.

## 177 ***Take time to be holy. G.B.474. T.H.266***

1. Waman' imigabo yo gutungana,
Ube muri Yesu, wam'umwumvira,
Uz' ukund' abiwe, fash' abarwaye,
Rondera na ntary'umugisha wiwe.

2. Waman' imigabo yo gutungana,
Kukw abo mw isi bavyirengagiza,
Wihererane na Yes' Umukiza;
Umwitegereje uzoba nka we.

3. Waman' imigabo yo gutungana,
Azokurongora, ntumuj' imbere,
Mu mubabaro no mu munezero
Wome kuri Yesu, umwizigire.

4. Waman' imigabo yo gutungana,
Mu mutima wawe gir' ar'amahoro,
Maze Mpwemu Yer' azokuyobora,
Kand' azoguha gutungana rwose.

## 178 r ***Count your blessings. G.B. 518. T.H.50.***

1. Iyo har' amarushwa mensh' ateye,
Mukihebura ko mutagikira,
Muce muharur' imigisha yanyu,
Izobatangaz' ingen' ari myinshi.

*Muharur' imigisha yanyu,*
*Ntimusige n' umwe muri yo,*
*Iy' Imana yabaronkeje*
*Irabatangaz' ingen' ari myinshi*.

2. Mbega muremerewe n' amaganya?
Mugira ngo ntimwovyihanganira?
Muharuy' imigisha muririmba
Ntimwomeny' iyo yakamanganiye.

3. Mw isi har' itunga, nk'inka n'ibindi.
Arikw'irya Yesu rirabiruta,
Itunga ryo mw isi ntiryoduhesha
Cukizw' ivyaha no kuja mw ijuru.

4. Amarushwa naho yoba mensh' ate
Ntimwihebur' Iman' irabakiza,
Mwibuk' imigisha yany' ukw ingana,
Irabibagiz' amagorwa yose.

## 179 r ***Tell it to Jesus. T.H.131***

1. Iy' urushe, iy' uremerewe.
Bibgire Yesu, bibgire Yesu,
Iy' ukumbuye bimwe vya kera,
Bibgire Yesu nyene.

*Bibgire Yesu, bibgire Yesu,*
*Bibgire Yesu nyene.*
*Ni we Mukunzi wawe*
*Nta wundi wobona hafi yawe*
*Bibgire Yesu nyene.*

2. Ayo marira n'ayo marushwa,
Bibgire Yesu, bibgire Yesu,
Har' icaha wari wanyegeje?
Bibgire Yesu nyene.

3. Uratinya k'urupfu ruzoza?
Bibgire Yesu, bibgire Yesu,
Iyumvir' ingene Yes' azoza,
Bibgire Yesu nyene.

## 180 ***Take no thought for the morrow. Tune G.B.503***

1. Inzira zawe zose
N'ibikubabaza,
Bibgir' Imana vuba
Kw iganz' ivyo mw isi;
Kand' ijuru n'iryayo,
Nta hant' itaganza,
Ntibizoyinanira
Kugukiza nawe.

2. Kandi ntukiganyire,
Ngo Mbega nzory' iki?
Ni murab'utunyoni
Twama tuguruka;
Ubgatwo ntitubiba,
Kandi ntitwimbura,
Iman' iradutunga;
Wew' uraturuta.

3. Kandi ntukiganyire,
Uti Nzambar' iki?
Rab' ingen' amashurwe
Aba ku misozi,
Nta n'igikorw' akora
Kand' arashajije;
Iman' irayambika,
Naw' izokwambika.

4. Ureke kwiganyira.
Ntibikubereye!
Abapagani bose
Biganyira cane.
Weho ni wih' Imana,

Uronder' ivyayo,
Ni ko vya bindi vyose
Ubiherw' ubuntu.

## 181 r *Marching to Zion. G.B.31. T.H.204*

1. Muz' abakund' Imana,
Mwes' abanezerewe,
Fatanya natwe gushima
No kuririmbir' Umwami
Dukikij' intebe y' ubuntu bga Yesu.

Turi mu rugendo
Ruzodushikan' i Bgami,
Tujany' inzir' ij' i Siyoni
Wa murwa w ' Imana mwiza.

2. Abatameny' Imana
Ni banke kuririmba!
Arikw'abana b' Umwami
Nta cobabuza gushima
No gukwiz' agakiz' Iman' ibahaye.

3. Umurwa w' i Siyoni
Wuzuy' ivyiza vyinshi,
Tukiri mu nzir' ijayo,
Tutaraca mu kirimba,
Twumva tubifise mu mitima yacu.

4. Ririmba, vuz' impundu.
Ni mut' ubgob' inyuma:
Urugendo rwacu ruca
Mu bgatsi bga Imanweli,
Mw is' irut' izindi, mw ijuru ku Mana.

## 182 r *Whither Pilgrims are you going? G.B.555.*

1. Mur' iyo nzir' igoy' irtyo
Mbega murora hebe?
Tuja muri ca gihugu
Iman' itunganije.
Mu misozi no mu myonga
Ni ho duca tuj' i bgami,
Ni ho duca tuj' i bgami,
Weho ntitwojana se?

2. Mur' ico gihugu kindi
Mbega muzigay' iki?
Umwami wah' azoduha
Amazi y' agakiza,
N' igitsibo c' ubugingo,
Tubane n' Imana yacu,
Tubane n' Imana yacu,
Weho ntitwojana se?

3. None se mupfa kugenda.
Nta n' ivyago mutinya
Oyaye, kuk' Uhoraho
Ari w'atuzigama;
Mpwem' azoduh' inkomezi,
Yesu na w'atuj' imbere,
Yesu na w'atuj' imbere:
Weho ntitwojana se?

4. None tuje mwodufasha
Ngo dushik' iyo muja?
Kaza kaza, banyakuza,
Vyotunezereza pe!
Ni muze ntitubasige,
Krist' Umwam' aratwiteze,
Krist' Umwam' aratwiteze,
Nuko muze tujane.

## 183 *Heavenly sunlight. M.S.*

1. Ngend' ahabona
Mu nzira yose,
Ndeng' imirambi
No mu myonga.
Yesu yavuze,
Ngo Sinzoguta;
N'isezerano ridahera.

*Umuco wera, umuco wera,*
*Unsutsemwo n'umunezero,*
*Haleluya, Ndashimye nanje,*
*Tumuhimbaze Yesu wanje.*

2. Satani ni we
Ater' umwiza,
Yamar' umuco
Ni we Yesu.
Yaka nk' izuba
Mu nzira yacu,
Ni tweger' uwo Mutabazi.

3. Na ntaryo twame
Tumuririmba
Ni tumushime
Yes' Umwami
Ni we Mukiza
Ni we Mukunzi,
Ni tumukund' imyaka yose.

## 184 r *The way of the Cross. Tune G.B.685. T.H.90*

l.Inzira y' umusaraba ni yo
Izonshikana mw ijuru gusa:
Sinzobon' ibirimba vy' umuco
Ni nahusha ya nzira ya Yesu.

*Nta yindi nzir' iriho na mba*
*Atar' iyo y' Umukiza,*
*Jnzir' inshikana kwa Data*
*N' iy' umusaraba*.

2. Ni nagomba kuj' ahera cane
No kubonana n' Imana yanje,
Nkwiye kujan' inzir' Umukiza
Yesu yaciyemwo y' amaraso.

3. Nasezey' inzira zose z'isi,
Sinzosubira guca muri zo,
Dat' arampamagar' ati Ngwino,
Nkujan' aho naguteguriye.

## 185 r *Walk in the light. M.S.*

1. Abagendera mu muco
Bizobazanira
Umubano w'urukundo
Utangwa na Mpwemu.

2. Kand' umutima w'umuntu
Agenda mu muco
Ub' ufatanye n'Imana
Kukw iba mu muco.

3. Ni mugendere mu muco,
Maz' ivyaha mwanka
Muzovyozwa n'amaraso
Y'Uwadupfiriye.

4. Kand' ugendera mu muco
Ntatinya n'urupfu,
Kukw ab' azi k'Umukiza
Yarutsinze rwose.

5. Imitima y'ab' umuco
Nta mwiz' uyibamwo.
Kuko bakirwa n'umuco
W'Iman' ihoraho.

6. Abagendera mu muco
Bagir' amahoro,
Kukw Imana Nyen' ubuntu
Ar' umuco wabo.

7. Ni mugendere mu muco,
Muvuye mu mwiza
Ni h'amaras' azoboza,
Mukab' intungane.

8. Kandi mu muco wa Yesu,
Tubonamw' abandi,
Baz' Umurokozi na bo,
Tukabasengera.

## 186 r *Take the Name of Jesus with you. T.H.95.*

1. Izina ry' Umwami Yesu
Ni ryo ryokuremesha
Mu magorwa yawe yose,
Rijan' ah'uja hose.

*N'izina ryiza pe,*
*Baryizigire mw isi,*
*N'izina ryiza cane,*
*Barishime mw ijuru.*

2. Ni hagir' umunt' ashimwa
W' umunyacubahiro,
Naho yokirush' abandi,
Yesu we n' agaheta!

3. Izina ry'Umwami Yesu
Ni ryo nkinz' ikomeye,
lyo Satan' aguteye
Tabaza Yesu vuba.

4. Izina ry'Umwami Yesu
Rinter' umunezero,
Kukw ankikij' urukundo
Nzama ndamutazira.

5. Ni ryo ryampay' ububasha
Bgo kunesh' ivy' iyi si,
Ryangobotoye mu buja,
Ndons' umwidegemvyo pe

6. Amavi yos' apfukame
Kw izina ry' Umukiza,
N'indimi zize zemere
Ko Yes'ar'Uhoraho

## 187 *Jesus, Jesus, Jesus. M.S.*

1. Yesu, Yesu, Yesu,

Mbeg' iryo zina
Jewe ko nd' umunyavyaha
Noritahura nte?

2. Ewe caha canje!
Ko namye ngaya
Iryo zina ryiza cane
Ry' Umukiza wanje.

3. Simbon' akabanga
Kari mw izina
Ry' uwo Mwami n' Umukiza,
Yesu, Yesu, Yesu.

4. Yesu, Yesu, Yesu,
Yarankijije,
None nshim' ubudasiba
Iryo zina ryiwe.

## 188 r *I want to be like Jesus. G.B.678*

1. Ndagomba gusa nawe
Yesu Mutabazi:
Nta jambo ryo gutongana
Bakwumvis' uvuga;
Ndagomba gusa nawe,
Ko wasenga kenshi
Wihereranye n' Imana
Kuri wa musozi.

2. Ndagomba gusa nawe;
Abantu bakwanka
Inabi bakugiriye
Ntiwayibihoye.
Ndagomba gusa nawe,
Ko wafash' abantu,
Ng' uz' umbgir' uti Wakoze
Uko washoboye.

3.Ndagomba gusa nawe
Ko wahamagara
Abana ngo baz'ahuri,
Maz'ukabigisha
Ariko sinsa nawe
Bose barabizi
Mwami Yes'uhor'umfasha
Nse nawe vy'ukuri

## 189 *Trusting Jesus. G.B.286. T.H.122*

1.Nzokwama nkwizigira,
Nzi k'utazompemukira:
Ni naramuka ngowe
Nzizigira Yesu gusa.
Nzizigira nkiriho,
Kugez' ah' azoncisha
Mu kirimba c'ijuru
Nzizigira Yesu gusa.

2. Mmurikirwa n'umuco
Wa Mpwemu w'Imana Yera;
Iy' anjana sintemba:
Nizigiye Yesu gusa.

3. lyo mmerewe neza
Mu bugingo, ndaririmba,
lyo ngowe, ndasenga
Nizigiye Yesu gusa.

4. Uko bukeye nzama
Nizigir' Umwami wanje;
Mu bizombako vyose,
Nzizigira Yesu gusa.

## 190 r *Trust and Obey. G.B.463. T.H.200*

1. Tujanye na Yesu,
Tumwumviye cane,
Twogendera mu muco wiwe,
Akatuyobora, Akabana natwe
N' abamwizer' uko bangana.

*Mwizigire,*
*Umwumvire cane,*
*Ni ho womuronkamwo*
*Akaneza kenshi.*

2. Ntihakingirizwa,
Nta gicu gikuba,
Yes' amwenyuye kireyuka,
Nta bgoba buriho,
Cank' umubabaro,
Bimarwa n' uko tumwizeye.

3. Amarushwa yose
Ntiyotubabaza.
Ni w' aduhembur' imbu zose;
Ivyo twita bibi Bitubera vyiza,
Tumwizigiye, tumwumviye.

4. Ntitwokwiyungura
Kugir' akaneza
Tudakijijw' ivy' isi vyose,
Kuk' ubuntu bgiwe

N' imbabazi ziwe
Ar' impera y' abamwizeye.

5.Tumugiye hafi
Tukamugendako,
Twoba tugirirany' ubumwe,
Maze yodutuma
Tugaca tugenda,
Tukamwumvira tumwizeye.

## 191 r *More about JesuS. G.B.385. T.H.257*

1. Nkunda kwunguk' ivya Yesu
Kwunguk' imbabazi ziwe,
Kwunguk' ubgenge bg' ukuri
N' urukundo rw' Umukiza.

*Nunguk' ivya Yesu,*
*Nunguk' ivya Yesu,*
*Nunguk' ubgenge bg' ukuri,*
*N' urukundo rw' Umukiza.*

2. Nshishikarir' ivya Yesu,
Emmer' ivy' agomba binkwiye,
Mpwemu Yera, mpishurira,
Mbgir' uko Yesu yankunze.

3. Nunguk' ijambo rya Yesu,
Mbane n'Umwam' antoneshe;
Numvir' ivy' ambgira vyose,
Mpuze na we mmuyoboke.

4. Mmeny' ivy' ingoma ya Yesu,
Mmeny' ubgiza bgiwe bgose,
Mmenye n'ukw agira yime,
Ni we Mwami w' amahoro.

## 192 *God's way is the best way. M.S.*

1. Ivy'Iman' igomba
Ni vyo ni vyo vyiza;
Kandi naho kenshi
Nterwa n'amarushwa,
Nizer' urukundo
Rw' Umukiza wacu,
Ndazi yukw agomba
Kumpindura mwiza.

*Ivy' Iman' igomba*
*Ni vyo ni vyo vyiza,*
*Nzoyizera cane*
*Kw'ari y'iz' ivyiza.*

2. Ivy' Iman' igomba
Ni vyo ni vyo vyiza;
Iger' ibimbako,
Nzoyizera cane.
Imfash' ukuboko
Sinogir' ubgoba,
Ni y'impora hafi
Mu bimbako vyose.

3. Ivy' Iman' igomba
Nanje nzobikunda,
Nzizigir' Imana
Kukw impumuriza:
Nta kibi nya kibi
Coza kumbabaza,
Urukundo rwayo
Runzigama cane.

## 193 r *Work for the night is coming. G.B440 T.H.315*

1. Kor' ugifis' uburyo,
Kora hakibona,
Ukorc no mu kime,
Shiruk' ubute.
Kora ku murang'ukaze,
Kora nturambirwc,
Kora bugira bgire,
Mar' ibikorwa.

2. Kora bugira bgire,
Kora ku murango,
Bandany' ukore cane,
Ntukaruhuke.
Ntugahumeke mugenzi,
Mu mis' ukiriho,
Bandanya butarira,
Mar' ibikorwa.

3. Kora bugira bgire,
Ubu harabona,
Bugira bugorobe.
Gira n'ingoga.
Ntusigeh' ushitse bwije
Izuba rirenze,
Nturuh' utenzekanya,
Mar' ibikorwa.

## 194 *M.S.*

1. Abantu bose, mwumve nonaha:
Tugomba Yesu ku mutima me,

Tumukurikire, cane, cane,
Twumve nez' ivy' atubgira vyose:
Ivyaha vya Satani tubite:
Yesu Kristo Mwami,
Yesu Kristo Mwami.

2. Mwami, dusavy' ikinezero.
Kiva mw ijuru ah' uvyagiye,
Kandi tubonye Yesu agarutse
Kurobor' abiwe bamukunda
Tugomba kw azotujana natwe
Yesu Krist' Umwami,
Yesu Krist' Umwami.

## 195 r *Jesus bids us shine. G.B.684*

1. Yesu yatwis' amatara yiwe
Yo kumurikir' abari mu mwiza:
Tumurikish' umuco yaduhaye,
N'umutim' ukunz' ingeso nziza.

2. Yatwis' amatara, kand' agomba
Kurab' ingene tumurika mw isi,
Maz' itara ryacu iyo rizimye
Biramubabaza: tumurike.

3. Aragomba kw abandi babona
Kumurika kwacu, bakayoboka,
Tumurik' i wacu n'ahandi hose,
Tuze dushimishe Databuja.

4. Ni twagomba kumurika durtyo,
Twizer' Umukiza yadupfiriye,
Tumusabe ngw'aduhe Mpwemu
Yera Ngo turonk' imitim' imurika.

## 196 *How firm a foundation. Tune G.B.653 or T.H.291 (2)*

1.Ukwizera kwacu kurahamye pe;
Gushinzwe kw'ijambo ry' Imana yacu;
Nta co dutinya, dushikame gusa:
Twabony' ubuhungiro muri Yesu.

2. Ntutinye, na ntaryo ndi kumwe nawe,
Nd' Imana yawe, nzokwama ngufasha,
Nzoguh' inkomezi zo gushikama,
Nzogufat' ukuboko, nta c'utinya.

3. Ni nakubgira no guca mu mazi,
Inzuzi nta ho zizokurengera,
Ivyago vyose n'ibikubabaza
N'ivyo nirungikiye kukugeza.

4. Inzira ni yaca no mu muriro,
Uzobumbga n'ubuntu bganje bginshi.
Jmbeya nta ho zizokubabura:
Nzoba nkuvugutiye ng' uz' urame.

5. Umutima wisunz' Umwana wanje
Sinzowurekuran' Umwansi na mba.
Naho Gehinomu covyur' ingunza
Ntikizowunshikura mu kuboko.

## 197 r *Standing on the Promises. G.B.272. T.H.164.*

1.Uwishinze ku vyasezeranijwe
N'Umukiza wac' aronk' amahoro,
Kand' aririmbishwa n'umunezero,
Kuko yizey' ibihoraho.
Twizigiye Ivyasezeranijwe na Yesu wacu;
Nta ho, nta ho
Ashobora kuduhemukira.

2. Ivyasezeranijwe n'Uhoraho
Biragumy' Umwansi ntabishobora,
Ntidukekeranya, ntadutinyisha
Kuko twizey' ibihoraho.

3. Ivyasezeranijwe n'Umukiza
Bimbgira kw amaraso yiw' anyoza
Ivyaha vyanje vyose, sinandure.
Kuko nizey' uwancunguye.

4. Ivyasezeranijwe n'Umukiza
Bitum' urukundo rwiwe rungumya,
Inkota ya Mpwemu ni yo ndwanisha,
Ihor' innesherez' Umubi.

5. Uwishinze ku vyasezeranijwe
Niw'ahora yumvira Mpwemu Yera
Satani ntashobora kumutsinda,
Kuko yizigiy' Uhoraho.

## 198 r *The Church's one Foundation. Tune G.B.517*

1. Umwami wacu Yesu
Ni we Tanguriro
Ry' Ishengero yaremye
Mu mazi n' ijambo
Yazanywe mw isi yacu
No kudukiz' icaha,
Tumuber' Ishengero
Yaguz' amaraso

2. Ishengero ni rimwe
Mu mahanga menshi,
Ryizer' Umukiz' umwe,
N'ukuvuka kumwe,
Rishim' izina rimwe,
Risangiy' Ingaburo
Imwe y'Umwami wacu,
Ryizigira kumwe.

3. Ewe kintu cazanye
Ibice muri ryo,
Ababi bari hanze
Bakarikengera!
Yamar' abera baryo
Bahora bari maso
Batakambir' Umwami
Ngw'az' aritabare.

4. Mu vyago birigoye
Riruhurwa rwose ,
No kuzig' amahoro
Mu bihe bizoza:
Ryifuza kuzobona
Ivyiza vyo mw ijuru,
Rivuye mu ntambara,
Rinesheje rwose.

5. Kandi rikiri mw'isi,
Rifitany' ubumwe
Na Dat' Imana yacu.
N' abayo mw ijuru:
Man' umpe kwama mmera
Nk' uko bamera mw isi,
Ngo nanje nshik' i wawe,
Mbahamvye mw ijuru.

**IZ'INTAMBARA**

**199 r** ***Who is on Lord's side? Tune G.B.652***

I. Ni nd' azoherera ku Mwami wacu?
Ni nd' azokwiz' ubutumwa bga Yesu?
Ni nd' azoheba kwifuz'ivy' iyi si,
Akaryaruka wa Mubi Satani?

*Mbega tur' aba nde?*
*Tur' aba Yesu!*
*Twar' aba Satani, turamuheba.*

2. Ntiturwanir' icubahiro c'isi:
Tugomb' igitsibo kitazobora:
Yesu n'Umukiza, nuko twemere
Guherera ku Mugabisha wacu.

3. Yesu yatuguz' amaraso yiwe
Y' ikimazi c'akaburarugero:
Mbe twogaya dut' imbabazi ziwe?
Tumushimire ko yaducunguye.

4. Naho Satani yotond' urugamba,
Ngw'aturwanye cane, ntitumutinye:
Yesu yamuhagazc mu ruhanga,
A ri n' inganji, yaramunesheje!

5. Twandikiwe kub' abasoda biwe,
Ntituyugayuge, twotsindwa dute?
Twihangane cane, tugir' umwete,
Kuko turwanana n' Umucunguzi.

**200 r** ***The Son of God goes forth to war. G.B173.***

1. Umwami yasomboroje
Wa Mubi Satani:
Uwomutabara ni nde
Mur' iyo ntambara?

2. Uwonywera ku gikombe
C'amagorwa yiwe,
Yikorey' umusaraba
Ni we yotabara.

3. Stefano yarenganije
Amas' ivy' urupfu,
Abona Yesu mw ijuru,
Ac' aramwambaza.

4. Bakimuter' amabuye
Arabaharira
Ac'asenger'abamwica
Muze tumwigane.

5. Kandi hari n' abatumwa
Cumi na babiri,
N'abandi buzuye Mpwemu
Bishwe bamuhorwa.

6. Bagatabga mu muriro,
Ntibakangw' intambge,
Bagacibga n'amazosi:
Muze tubigane.

7. Ingabo z'abo bahizi
Ziri mw ijur' iyo,

Kandi zikikij'intebe
Y'Umukiza wazo.

8. Zaciye mu mibabaro
Ziduga zijayo:
Natwe muze twihangane,
Tubakurikire.

## 201 r *Stand up, stand up for Jesus.. Tne G.B.517. T.H.330.*

1. Ni muvyuke kurwana
Mwa ntore z' Umwami,
Mutwar' ibirwanishwa
Vyos' Iman' itanga.
Mu nzira yo kunesha
Turongorwa na Yesu:
Kuko yadutsindiye
Tunesha kubgiwe.

2. Inzamba zirayaze,
Mwese mutabare,
Mugend' akabushungwe,
Ntimub' ibijora.
Naho mwosugerezwa
N' ingabo za Satan:
Mureme mu mitima,
Nta nganji zifise.

3. Muvyuke mutabare,
Mushikame cane,
Inkomezi z' inyama
Si zo turwanisha:
Muhagatir' inkota,
Ni yo jambo ry' Imana,
N'ibindi birwanishwa
Vy' uburyo bga Mpwemu.

4. Kand' urugamba rwanyu
Ruzoshira vuba,
Ubu har' akaruru, ;
Ejo ho n'impundu!
Uneshej' azohabga
Igitsibo na Yesu,
Azicarana na we
Ku ntebe y'ubgami.

5. Mushirek'ubu nyene, .
Murwane, muneshe.
Mwizer' izina ryera,
Rirabakomeza.
Maz' ivyo birwanishwa
Mubih' Umwami Yesu,
Muzobon' amahoro
Y'imana mw ijuru.

## 202 *Onward Christian Soldiers. G.B.525(1); T.H.198*

1. Ingo mwa bahizi mwe,
Ja mu rugamba,
Ni wa musaraba
Uturongoye:
Kristo n'Umugabisha
Atuj' imbere.
Ngo tugende, fat' imyampi,
Hang' ibendera.

*Mwa bahizi, ni mubandanye*
*Ja mu rugamba,*
*Eh' umusaraba Uturongoye.*

2. Turashits' igitero,
Tur' umuc' umwe,
Tur' umuryang' umwe
W'Umwami Yesu;
Nta wuzodusanzaza
Kuko tur' umwe;
Tur' ab' umwe, turwany' umwe;
Wa Murwanizi.
,
3. Kand' inganji yo kw'isi
Yos' izoshira,
Arikw iya Yesu
Ntizohangura,
Naho twosugerezwa
N'aba Satani
Ntibazodutsinda, kuko
Tur' aba Yesu.

4. Mwese ni mukorane,
Tuvuz' impundu
Ter' ijwi hejuru,
Ririmba mwese,
Ni muze dutazire
Umwami wacu,
Indirimbo turirimba
N'imwe ya kera,

## 203 r *Onward Christian Soldiers. G.B.525(1); T.H.198*

1. Muze ngabo za Yesu,
Muze mutabare,
Eh' Umwami wanyu
Yabagiy' imbere:

Ni w'abatanguriye
Kurwana n'abansi,
Rab' ibender' iragiye,
Muyikurikire.

*Muze ngabo zose za Yesu,*
*Muze mutabare,*
*Rab' Umwami wanyu*
*Yabagiy' imbere.*

2. Maz' izina rya Yesu
Murivuge cane,
Nuko muj' imbere
Ribahe kunesha.
Indirimbo z'ineza
Zirater' ubgoba
Ingabo za Satani mbi,
Nuko muririmbe.

3. Nah' abami bo mw isi
Botsindwa n'abansi,
Ubgami bga Yesu
Ni nde yobunesha?
We yaturaganiye
Kw 'Ishengero ryiwe
Ridatsindwa na Satani
N' ivy" afise vyose.
4. Mwese ni mukorane
Mufatanye natwe,
Tunezerwe cane,
Tuvuze n'impundu.
Krist' Umwami wa twese
Tumutazirane
N' ab'Imana bo mw'ijuru
Bama bamushima.

## 204 r *Hold the Fort. T.H.221*

1. Mwa bagenzi, raba mwese
Irya bendera,
Ury' aje kudutabara
Ni Yesu wacu.

*Ni twame tugavye twese*
*Nguriy' araje:*
*Ni twemera Yesu gusa,*
*Duca tunesha.*

2. Urya Mwansi. twomutsinda
N' inyosha ziwe,
Kuko Yes' Umwami wacu
Yoturwanira.

3. Hogi twese tumurwanye
Wa Murwanizi,
Yes' Umugabisha wacu
Ni w'atujanye.

## 205 r *Fight the good fight. Tune. T.H.282.*

1. Uhor' urwan' intambara nziza,
Kristo n'inkomezi zawe,
Ucakir' ubugingo butazoshira,
Buzokuber' akaneza.

2. Utanguranirwe mu birori,
Werekere mw ishikiro,
Yesu ni h'ari, ni w'azokugerera,
Ni we nzira, ni we ngero,

3. Umukorer' amaganya yawe.
Wishimikize kuri we;
Umv' ubuntu bgiwe buraguhagije,
N'urukundo n'imbabazi.

4. Ntutinye, reka gucobogora,
Ntahinduk' aragukunda,
Izere gusa ntuzogir' ic' ubura:
Ufise Yes' aken' iki?

## 206 r *Dare to be a Daniel. G.B.510. T.H.333*

1.Har' umuntu w' imana yitwaDanyeli,
Yarindutse gusenga naho vyob'urupfu.

*Rinduka mugemi,*
*Ba nka Danyeli:*
*Wemangir' Umwami wawe,*
*Ntumuhakane.*

2. Wemangir' ivy' ukuri, wumvir'Imana,
Shika se mu gitigiri ca ba Danyeli!

3. Har' abobay' intore,baraneshejwe,
Kuko batemanga ngo babe nka Danyeli.

4. Intore za wa Mubi zokwisenya pe,
Zihuye n' intore zo muri ba Danyeli.

5. Hagarara mu mutwe w' Umwansi mubi:
Wirahire bga butore bga ba Danyeli!

## 207 r *He who would valiant be. G.B.522*

l.Ugomb' ubuhizi
Mu bimugoye,
N'az' agendanire
Umwami Yesu.
Nta comuhebesha
Ivyo yagabiye
Vyo kujan' inzira
Ija mw ijuru.

2. Nta bomuc' ivutu
Ry' ibir' imbere,
Ni bo boricika,
Na w'akarema;
Nta bomugarura,
Na nzi ngw igikota,
Mu nzirayatoye
Ija mw ijuru.

3. Mwami, ko wampaye
Mpwemu kw'inkinzo,
Ndazi ko nzoragwa
Naw' ubugingo.
Temba wa bgoba we!
Sintiny'ivy'abantu;
Jeho ndi mu nzira
Ija mw ijuru.

## 208 r *A mighty Fortress. G.B.322. T.H.238*

1. Urugo rwacu n'Imana,.
Kandi n'inkinzo yacu.
Mu marushw' arengeranye
Ni yo Mufasha wacu.
Wa Mwansi wa kera
Yigomber' uburyo
Bg' uko yodutsinda,
Arwanish' urwanko:
Mw isi nta wuhwanye na we.

2. Twokwizigir' inkomezi
Zacu, twoca tuneshwa,.
Imana yatoy' intore
Yo kuturasanira:
Yitwa Kristo Yesu,
Ni we Nyen' ingabo,
Ntahindagurika,
Ni we Nyen' inganji,
Ntazobura kumunesha,

3. Nah' iyi si yokwuzura
Ba dayimon' isinzi;
Ntitubatinye na gato
Kuko batotunesha.
Yesu yagomoye
Ijambo n'ukuri
Kutuneshereza;
Kera yahangaye
Wa Mwans' ac' aramutsinda.

4. Hishur' ijambo ry' ukuri
Riremesh' Ishengero.
Imbabazi zawe Mwami,
Zigwire muri twese.
N"iyo bodutera,
Bakanyag' ivyacu,
Bakic' umubiri,
Ntibokwic' ukuri,
Kuzokwama guhangamye

## 209 r *M.S.*

1. Yemw' abari kuri Yesu,
Mukanur' ijisho cane;
Kuko wa Mwansi
Satani Aturaba ku kigohe.

2. Satani ntiyigendera,
Agir' ic' ahagazeko:
Nuko wame wiyubara,
Witwaz' inkota ya Mpwemu.
3. Wew' uhishira Satani,
Kandi witirirwa Yesu,
Kumbur' umwikunkumure,
Afis' igihe kigufi.

4. Yaraciriw' urubanza,
Agomb' abo yisasira,
Ni co gitum' akobeje
Kurwany' ab' Umwami Yesu.

5. Ivyo twabikijwe vyose
Tuje turabicuruza,
Bikwir' abaremwe bose,
Bihane bave mu vyaha.

6. Wibuk' ay' Umwami Yesu
Yabonye ku musaraba,
Ewe Mucunguzi wanje,
Ndihannye, ndaje nyakira.

7. Yes' ah' azogarukira
Azoz' afise bga bgiza

Yahorany' ari mw ijuru:
Mbe wumva biguhimbaye?

## 210
***Dwelling in Beulah Land. T.H.98***

1. Akaruru k'intambara numva karerema,
Satan' atabaz' abiwe bose bo mw'isi,
Ariko singir' ubgoba, nanse gutabara,
Nta c'angira ko mb' Ahera cane.

*Ninjiy' Ahera cane Yesu yanteguriye,*
*Mpora nnyw' amazi meza y'isok' idakama,*
*Manu ni yo ndy' imisi yose,*
*wa mutsima w'imana, Nagererey' Ahera cane.*

2. Satani wa Mubi yam' azan'impagarara,
Ngw'aturas' imyampi myinshi yak' umuriro,
Ariko ntashobora gushingur'akarimbi K'umusaraba
Yesu yashinze.
3. Non' isegenya ni yagw' inkukur'igatwaza,
Umuyag'uhuhuse bikansurirako,
Nzi kw ata co nzoba kuko nshinzwe ku rutare
Nzirits' umutim' Ahera cane.

4.Mpagaz' aha hantu hera, ndatangara mbonye
Imigabo y'Imana n'ingen'iyishitsa,
Inyigisha muri Mpwem' agakizagashitse:
Sinzotirimuk' Ahera cane,

**IZ'IJURU**

## 211 r
***Sweet by and by. T.H.191***

1. Har' igihugu ciza cane,
Twasezeraniwe n'Imana;
Tukirorere twizigiye,
Kuko Data yakitweretse.

*Aheza mw ijuru,*
*Tuzohurirayo bagenzi,*
*Aheza mw ijuru,*
*Tuzohurirayo bagenzi*.

2. Tuzoririmbira mw'ijuru
Indirimbo z'abahiriwe.
Ntituzongcra kubabara,
Tuzoba dushiz' amarira.

3. Tuzoshimira Data cane
Imbabazi yatugiriye,
N'ubuntu bgiwe n'urukundo
N'imigisha yacuncubuye.

## 212 r
***There is a happy Land. G.B.562***

1. Mw ijuru hariho; Isi nziza,
Abera ba Yesu; Ni yo bari.
Baranezererwa
Guhora bamushima,
Kandi batazira ; Umukiza.

2. Yemwe banyavyaha, Munyaruke
Kuj' aho Yes' ari, Ntimutebe:
Tuzoronk'ivyiza
Ni twabana mw'ijuru
Nawe Yesu wacu,Tutanduye.

3.Iman' igirira Ababayo;
Neza bishimitse,N' abahirwe!
Dushishikarire, Kuj' ah' ubgami bgawe
Bwiza budashira, Buri, Yesu.

## 213 r
***There is a better Land. M.S.***

1. Hr'iyindi s'irut'iyi cane,
Ni nziza, ni nziza;
Ntakibi gishobora kujayo;
Ni nziza, ni nziza;
Iyo si nkubwira ni mw'ijuru,
Umukiz'azoduha kujayo
Ngo tubane na w'ubudasiba
Iyo si Ni nziza.

2. Mur'iyo si nt mwiz'uhacura
Ni nziza, ni nziza;
Nta mubabaro, nta muborogo
Ni nziza, ni nziza;
Tuzpnywa ku ruzi rw'ubugingo
Tuzoraba n'uwadupfiriye
Tuzonezererw'ubwiza bwiwe
Iyo si ni nziza

3. Ivyaha nivo vyotubujije
Kuja mur'iyo si
Ariko Yesu yaradupfiriye
Ngo tubikurweko
Nuko twese abizey'umukiza
Tugatunganywa n'urupfu rwiwe
Ruzoduhesha kwimana nawe
Mur'iyo si nziza

## 214 r
***There is a City bright. G.B.564.***

1. Har' umurwa mwiza

W’ abera b' Imana
Nta gihumanya,
Nta gihumanya
Kizoja kuri wo.

2..Mukiz' ubu  ndaje,
Mwana w' Uhoraho,
Nyoz' untunganye,
Nyoz’untunganye
Nk’iz’ibibi vyose

3.Mpindur’ubu Mwami
Ncik’umwana wawe
Unzigamishe
Unzigamishe
Inkomezi zawe

4. Hanyum’uz’unshitse
Mu bera b’iwawe
Nsanzwe nd’uwera
Nsanzwe  nd’ uwera
Mur’iyo si nziza

## 215 r *Daily daily sing the praises.  M.S*

1. Umurwa w'Umwami wacu
Twame tuwuhimbaza.
Ni wo yatwubakiyeko
Mw ijuru ry' Uhoraho.

*Iyo mba mfis' amababa*
*Nk' abamarayika,*
*Mba ngurutse ngashikayo,*
*Nkagerer' i Siyoni.*

2. Kand' ingoro z'uwo murwa
Ziratanaze neza,
Zirush' ubgiz' izo mw isi,
Zirakayangana pe.

3. Yes' ari yo, ni we Mwami
Aganz' abaho bose,
Abamarayika biwe
Bama bamuhimbaza.

4. Mu ntebe y' ubgami hava
Uruzi rw'ubugingo
Ruca mw’ijuru hagati,
Rubonerana rwose.

5. Har' igiti c'ubugingo
Imbere y'iyo ntebe,
Ibibabi vyaco vyiza
Ni vyo bikiz'abantu.

6. Mu ngoro kur' uwo murwa,
Abakijijwe bose
Bama baharirimbira
Ishimwe ry' Uhoraho.

7. Yesu, tungany' imitima
Y'abakwizeye twese,
Uduhe kuguhimbara,
Ngo tuze tubaneyo.

## 216 r *Is my name written there? T.H.195*

1 . Sinkigomb' ubutunzi
Naho bgob' ar' inka,
Ngomba kuja mw’ijuru
Mu busho bg' Imana:
Mu gitabo c'ubgami
Canditswemw' abera,
Mbega Yesu Mukiza,
Waranyanditsemwo?

*Mbeg' izina ryanje*
*Riri mu gitabo?*
*Mu gitabo c' ubgami,*
*Waranyanditsemwo*?

2. Mukiza, mfis' ivyaha
Vyinshi nk' umusenyi,
Ariko Yesu, nizey'
Amaraso yawe;
Waransezeranije
Yukw’ivyaha vyanje
Naho vyob' agahama
Bizocik' umweru.

3. Har' umurwa mw ijuru
Mwiz'ukayangana,
Urimw' abakijijwe
Nta kibi kibayo.
Maze kuko nogejwe
N'amaraso yawe.
Ndazi ko wunyanditse
Mu gitabo cawe.
*Nzi kw'izina ryanje*
*Riri mu gitabo :*
*Mu gitabo c'ubgami,*
*Waranyannditsemwo.*

## 217 r *Tune G.B.6*

1. Mw isi nd' umushitsi,
Si yo nzohoramwo,
Nzohava nigira
Mw ijuru kwa Data.

2. Kandi nzomusanga
Ku ntebe y'ubgiza,
Na w'azonyakira
Mu biganza vyiwe.

3. Duheze tubane
Na we nnezerewe,
Nta kizombabaza,
Hariy' amahoro.

4. Name ndamushima,
Nikubit' imbere
Y'Imana yankuye
Mu rupfu rw' ivyaha.

5. Non' ubu nihute,
Nze nshikeyo vuba,
Mve mu mwiza w'ino,
Nshik' ahar' umuco.

## 218 r *Forever with the Lord. Tune G.B.240; T.H.265*

1. Kubana na Yesu!
Ibihe vyos' iryo
Jambo rivug' ubugingo
Bgacu budashira.
Mw'isi nd'ingenzi,
Si ho nzohora,
Kuko ndi mu rugendo
Runjana mw'ijuru.

2. Urugo rw' Imana
Hamwe ndaruraba
Nk' ururi hafi y' amaso
Kubgo kwizigira.
Birankumbuza
Ko noshikayo,
Ni ho mwandu w' abera,
Yerusalemu nsha.

3. Paulo yaravuze,
Ati Tuzobana
N'Umukam' ibihe vyose;
N' ijambo ry'Imana.
Rinshikirize
None Mukiza,
Tubane n' ino mw'isi,
Uhor' untabara.

4. Ni twamana Mwami,
Aho nzocikana,
Urupfu ruzonyinjiza
Aho batagipfa.
Nzoca nkumenya
Nk' uk' unzi Mwami,
Ndakwiratir' imbere
Ko tuzohorana.

## 219 r *My Saviour first of all. T.H.118*

1. Ivyo nkora nkirih' aho bizorangirira.
Ah' ukudapfa kuzokura gupfa,
Ni nashika mw ijuru nzosangay'Umukiza,
Azonyakiran' inez'amp' ikaze,
Nzomumenya,nzomumenya
Nzomuhagarar'imbere nkize,
Nzomumenya,nzomumenya
Mbony'inkovu mu biganza vyiwe

2. Nzonezerwa mbonye mu nyonga hiwe,
Nzomushimira mfis'umunezero,
Imbabazi n'ubuntu n'urukundo vyatumye
Amp' aho mba mu rugo rwo mw'ijuru.

3. Abar' iyo nkunda bariko baranyakura,
Bamwe twasezeranira ku ruzi,
Arik' uwo nifuza cane ko twobonana
N'Umucunguzi wanje yanyiguze.

4. Azoncisha mu kirimb' anshikane mu rugo,
Anyambits' impuzu zera derere,
Nzoririmbana n'aber' indirimbo ya Mose,
Ndifuza cane kubon' Umukiza.

## 220 r *Face to face. M.S.*

1. Umusi nabonye Yesu
Mu nyonga ziw' icese,
Nzohimbarwa cane rwose:
Ni we yadupfiriye.

*Nzomubona, Yes' Umwami,*
*Mw'ijuru dushitseyo;*
*Nzobona mu nyonga hiwe*
*N'icubahiro ciwe.*

2. Mfise Yesu mu mutima,

Nararons' urukundo, ;
Umus' umwe Yes' azoza
Kutujana mw'ijuru.

3. Ya marushwa yacu yose,
N' ivyo bitubabaza,
Ivyo vyose bizohera
Umusi twamubonye

4. Aho Yes' azotujana,
Tuzonezerwa cane,
Tumubony' Umwami wacu,
Twoshim' imyaka yose.

## 221 r *M.S.*

1. Bana, mw ijuru tuzohabg' ibintu vyinshi
Ni twizer' Umukiza wacu,
Tuzambikw' ibitsibo vy'intete nziza,
Tuzambara n' impuzu zera.
Bana, tuzohabga, tuzohabga vyinshi,
Tuzogabirwa vyinshi mw'ijuru.
Tuzama tunezerewe twese hamwe.
Ni twizera Yesu we Mukiza.

2. Tuzogendagenda mu miharur'irimwo
Ifeza n' izahabu nyinshi,
Kandi Yesu ni we zuba ryaho ryiza,
Ntituzobon' ijoro mw'ijuru.

3. Twe n'abamarayika tuzoririmbana,
Mw'ijuru tuzovuz' inanga,
Kandi tuzonyw' amazi mu ruzi
rwiza Dukijijw'amagorwa n' urupfu.

4. Ni muze tujane mu nzir' igororotse,
Yes' agomb' imitima yanyu:
Arabakunda can' agomba kubaha
Umunezero wiwe nyawo.

## 222 r *Shall we gather at the river? T.H.181*

1. Mbega tuzokoranira
Ku ruzi ruvugwa rwiza,
Ruca mw ijuru hagati,
Ruv'imbere y' intebe y' Imana?

*Ego me tuzobonana*
*Kur' urwo ruzi rwiza rw' ubugingo,*
*Ego tuzobonana n' abera*
*Imbere y'intebe y'Imana.*

2. Tuzogendana ku nkombe
Y' urwo ruzi rw' ubugingo,
Tuzoseng' Imana yacu,
Tuyihimbaza tuyitazira.

3. Yemwe, tutarahashika
Tuzoturw' ibitugoye,
Ubuntu buzodukiza,
Buzotwambik' impuzu z'ubukwe.

4. Tuzohurira n' abera
Ku ruzi rubonerana,
Nta kizodutandukanya.
Kuk' urupfu rutaja mw'ijuru.

### KUVUKA KWA YESU

## 223 r *Silent Night, Holy Night. T.H.256*

1. Har' ijoro ryatowe,
Igihugu kiryamye,
Mariya na Yosefu basa
Bari maso barez' akana
Kaje kava mw ijuru.

2. Har'ijoro ryatowe,
Intumwa z'Uhoraho
Zaje kubarir' abungere
Icabonetse mu gihugu,
K'Umwami Yes' avutse.

3. Har' ijoro ryatowe,
Umuco wo mw ijuru
Uz' utumurikiye twese,
Tuboneraho n'agakiza,
Kuko Yesu yavutse.

4.Iri joro ryatowe,
Natwe ni turirimbe
Dufatanye n'abo mw'ijuru
Kuvuz' impundu z'uwo Mwana:
Haleluya Mukiza!

## 224 r *Thou didst leave Thy Throne. G.B.113*

1.Wasiz' icubahiro c' i wawe
Hamwe waza mw isi Yesu,
Maz' abo mw'isi bakwim' ah' uba
Mu kuvuka kwawe kwera.
Ngwino mu mutima wanje,
Ndaguhay' ah' uba Mwami:
Mgwino mu mutima wanje,

Ndaguhay' ah' uba Mwami.

2. Abamarayika baririmvye
Mwami Yesu, ko wimitswe,
Ariko Mwami Ruganza vyose,
Waricishije bugufi.
Ngwino mu mutima wanje,
Ndaguhay' ah' uba Mwami:
Ngwino mu mutima wanje,
Ndaguhay' ah' uba Mwami.

3. Ibiguruka bifis' ivyari,
N' imbgebge ziri n'imyobo,
Weho Mwana w' umuntu, wabuze
Ah' urambik' umusaya.
Ngwino mu mutima wanje,
Ndaguhay' ah' uba Mwami:
Ngwino mu mutima wanje,
Ndaguhay' ah' uba Mwami.

4. Wazanye mw'is'ijambo rizima
Ryo gukiz' abana bawe,
Maze baragukengera cane,
Bakubamba ku giti.
Ngwino mu mutina wanje,
Nizey' uwo musaraba:
Ngwino mu mutima wanje,
Nizey' uwo musaraba.

5. Abo mw'ijuru bazoririmba
Ah' uzozira kunesha:
Nzumv' ijwi ryawe rimbwira, riti
Ndaguhay' ah'uba nawe!
Nzonezerwa mu mutima
Ni waz' ukampamagara:
Nzonezerwa mu mutima
Ni waz'ukampamagara

## 225 r *Away in a Manger. G.B.632*

l. HamweYesu yavuka, Mariya yabuze
Aho kurara nez' avyarir' Umukiza
Bitum' amuryamika mu bgato bguhira
Mu kiraro c'inka, naho yar' Uhoraho.

2. Bana, s'igitangaza k' Umukiza wacu
Yemeye rwose kuryama mu bgato bg' inka?
Yesu tuguhimbaze, tugukundir' ivyo,
Ko wahinduw' umworo no gukund' abantu.

3. Ndakwinginze Yes' umpe kuguhora hafi,
No kugukunda can' imisi yanje yose,
Uhezagire kandi na bagenzi banje,
Kugira ngw’abaguhimbaza babe benshi.

## 226 *Tune G.B.39*

1. Mukama wacu Yesu, tukwakire dute?
Twese turakwakira, ngwin' ushik' i wacu.
Mwam' utwez' imitima, ngo tumenye neza
Ibikunezereza, ntaco tuzokwanka.

2. Wasiz' ivyawe vyose, uza kub' umworo,
Uraduhumuriza kuko tubabaye,
Nta wotunyag' ubgami bgawe bg'amahoro,
Wew' uradutabara, ukam’udukiza.

3. Twari turi mu ngoyi, uratubohora,
Twari dukengeretse, uradusengera;
Tub' intore z'Imana, tubon'ubugingo
Butabonets' ahandi, n'amasabo meza.

4. Mbe n'iki caguteye kuv' ah' Iman' iri?
Nta kindi, n'urukundo rw' umutima wawe.
Ntiwagomvye kw abantu bapfira mu vyaha,
Waje kubarokora kuk' ubababaye.

## 227 r *Once in royal David’s city. G.B 120*

1. Ku murwa wo kwa Dawidi
umwami,
Kera harih' uruhongore,
Aho nyina yar' abikiriye
Umwana mu bgato bguhira:
Uwo Mwana ni we Kristo,
Kandi Mariya ni nyina wiwe.

2. Yaje mw is' asig' i we mw ijuru,
Yats' indaro mu ruhongore,
Kand' uburiri bgabay' ubgato,
Naho yar' Umwami wa bose:
Umukiza wacu yera
Yabanye n'aboro n'abagowe.

3. No mu bgana bgiwe yarubaha
Abavyey' akabakorera.
yabagandukiye muri vyose,
Yaraduhay' akarorero:
Natwe naho tur' abana,
Ni dukurikir' ingeso ziwe.

4. Yemeye kub' akagoyigoyi,
Naho yar' Ushobora vyose,
Ni we citegererezo cacu

Yabay' Umwan' akura nkatwe,
Arababarana natwe
Bitayeko tukanezeranwa.

5. Wa mwana w'igikundiro cinshi,
Ni we Rugaba yo mw ijuru;
Ah' azozira tuzomubona
Kuko yaducunguj' urupfu;
Kand' arongor' aban' i we
Ngo bashik' aho yatunganije.

6. Arikw aho tuzomubonera
Ntihazoba mu ruhongore;
Hazoba ku murwa wo mw ijuru
I buryo bg'Iman' ihoraho:
Tuzomuhimbaza cane
Twikubise has' imbere yiwe.

## 228 r *M.S*

1. Bahungu, bakobga, ni muze mwese
Tuj' i Betelehemu mu ruhweza ;
Turab' ic' Umukama wo mw'ijuru
Yaduhaye twese mur' iri joro.

2. Dushim' Umwami hamwe n'abungere
Aryamye mu vyatsi nk' uworoheje,
Dusang' abavyeyi banezerewe,
Dushimir' Imana hamwe n'intumwa.

3. Kandi mupfukamir' Umwami mwiza,
Mumushime kukw'aduh' ubugingo,
Muvuze n' impundu hamwe n' intumwa,
Mubgir' abandi bos' ivyo mwabonye.

4. Twese tumushime, wa Mwami mwiza.
Ni tumuhimbaze, kukw'adukunda
Dufatanye twese, tuvuz' impundu,
Tubgir' abatamuzi yukw'akiza.

## 229 r *While shepherds watched. G.B.114*

1.Abantu barariri ye
Intama mw'ijoro,
Marayik' abiyereka
Akayangana pe.

2. Babony' ubgo bgiza bgiwe
Baterwa n'ubgoba;
Marayik' arababgira,
Ati Muhumure.

3. Umve none mbazaniye
Ubutumwa bgiza:
Havukiy' Umukiza ku
Murwa wa Dawidi.

4. Ehe mbah' ikimenyetso:
Mushika mubona
Baryamits' urwo ruyoya
Mu bgato bguhira.

5. Ahejeje kuvug'ivyo
Haca haboneka
Ingabo nyinshi z'Imana
Zihimbaza, ziti

6. Icubahiro ni kibe
Ku Mana mw'ijuru.
No mw'is' amahoro n'abe
Mu b'inezezererwa.

## 230 r *Hark the herald angels sing. G.B.119. T.H.255*

1. Umv' intumwa zo mw ijuru
Ziririmbira Yesu,
Zit' Iman ishimwe cane,
Amahor' abe mw isi,
Kuk' Umwana way' avutse,
Azokiz' abanyavyaha;
Namwe ni munezerwe
Tunezeranwe cane:

*Intumwa zo mw ijuru*
*Ziririmbira Yesu.*

2. Uvukiye mu kiraro
C'ink' avyawe n'umworo,
Uwo Mwana n'Uhoraho,
Bose bamuhimbaze:
Tugushime cane Yesu,
Ur' Iman' uri n'umuntu;
Nk' uko witw' Imanweli,
Iman' ibane natwe:

3. Ur' izuba ritwakira,
Ur' amahoro yacu,
Wemeye kuva mw ijuru.
Ub' umuntu wo gupfa,
Watuzaniy' ubugingo,
Ngo tukwizere tubcho,
Tunezerw' uyu musi
Ko duhaw' Umukiza.

4. Nukw’amoko yos' ashime
Krist' Uwera w' Imana.
Hose hose humvikane
Indirimbo z' ishimwe
Amahoro n' abe mw’isi.
Kuk' Umwami Yes' avutse
Ni we Mukunzi wacu,
N'Umuvunnyi duhawe:

## 231 r *See anid the winter’s snow. M.S*

1. Umwana yavukiye
Ku murwa wa Dawidi,
Ni wa Mukiz' Imana
Yadusezeranije.

*Duhimbaz'uwo musi*
*Yesu yavukiyeko,*
*Tuvyamamaze hose*
*Yuko haj' Umukiza.*

2. Hariho n'abungere
Babona marayika,
Baratinya, na w'ati
Ni mwumve, mutinyuke.

3. At' Umwam' Umukiza
Yaje mw isi yaremye,
Maze ntibamwimika,
Bamuh' indaro mu nka.

4. Mwana yera w'Imana
Turagushengereye,
Tugukengurukiye
Yuko watugendeye.

## 232 *M.S.*

1. Mvuye mw ijuru nonaha,
Nzany' ubutumwa bg' Imana,
Ubgo butumwa ni bgiza,
Mbuvuge ndabuhimbaza.

2. Muravukiwe n'Umwana,
Nyina n'inkumi Mariya,
Uwo Mwana muto mwiza
N' uwo kubanezereza.

3. Ni we Mwami wanyu mwiza,
Agir' imbabazi nyinshi;
Ni we Mukiza wa mwese
Abakiz' ivyaha vyanyu.

4.Arabater'akaneza
Kabakomereza mw'isi
Ku ngoma yiwe muhawe
Ubugingo budashira

5.Tubikenguruke twese
Tujane na ba bungere
Kurab'ic'Iman'igavye
Umwana way'adukiza

## 233 r *Shepherds in the field abiding; m;s;*

1. Yemwe bungere ba kera,
Mutubarire none
Ivyo mwabonye nya joro
Hamwe Yesu yavuka.

*Duh' Imana, duh’Imana,*
*Duh' Iman icubahiro,*
*N' Iy' isumba vyose:*
*Duh' Imana, duh Imana,*
*Duh' Iman' icubahiro,*
*Amahor' abe mw isi.*

2. Twar’aho turariye
Ubusho ku musozi,
Tubona giturumbuka
Marayik' avug' ati

3. Marayik' aratubgira,
At' I Betelehemu
Haravukiy' Umukiza,
Ni we Yesu Krisito.

4. Uwo mwanya haboneka
Ingabo zo mw ijuru,
Zizanan' umuco mwinshi,
Zishim’Imana, ziti

5. Tuve hasi tunyaruka,
Tuj' i Betelehemu,
Dusangayo rwa Ruhinja,
Turuhimbaza, tuti

6. Bungere, mwakoze cane
Ivyo mwatubariye,
Natwe tuze tumushime,
Tumuhimbaze, tuti

*Duh'Imana duh’Imana,*
*Duh' Iman' icubahiro,*

*N' ly' isumba vyose:*
*Duh' Imana duh' Imana,*
*Duh' Iman' icubahiro,*
*Amahor' abe mw isi.*

## 234 *I know the Lord. M.S.*

l.Yesu yaje
Ngaha kw'isi
Nk' Umwana muto cane. (2)

*Yesu nyoza, nkiz' ivyaha,*
*Ngomb' ubugingo Budahera.*

2. Aho yaza
Yatuzaniye
Ikigongwe c'Imana. (2)

3. Yes' Umwami
Aradukunda,
Ni tumupfukamire. (2)

4. Tumugomba
Twebge twese
Yes' Umukiza wacu. (2)

5. None rero
Umwemeye
Azoshika mw'ijuru. (2)

## 235 *O come, all ye faithful. G.B.117. T.H.291. (2)*

l.Ni muze Bakristo, munezerwe cane,
Ni muze ni muz'in'i Betelehemu,
Murabe Yes' Umukiz' ahavukiye:

*Ni muze tumusenge,Ni muze tumusenge,*
*Ni muze tumusenge, Ni Kristo Yesu.*

2. Ni we Mana yacu, ivuye ku Mana,
Ntiyanse kuvyarwa n' umukobga yera,
N' Imana y'ukuri, yavyaw' ataremwe:

3. Muririmbe cane mwa bamarayika,
Mut' Icubahiro kib' ic' Uhoraho,
Kand' amahor' abe mu b' inezererwa:

4. Tuje dushengeye Mukiza wavutse,
Mwam' icubahiro cose kib' icawe,
Jambo wa Data wishushanije natwe:

## 236 r *In the bleak midwinter. M.S.*

1. Yes' Umwami wacu hamwe yavuka
Nta ndaro yaronse, atari mu nka.
Ariko nah' ab' i Betelehemu
Bamwimy' aho kuba, ntituhamwime.

2. Ba bungere bateramiy' ubusho
Bumvis' amagambo ya marayika,
Ntibateba kuramuts' Umukiza:
Natwe ni twihute, tumuhimbaze.

3. Na ba banyabgeng' aho baboneye
Ya nyenyeri nini y'Umwami w' isi.
Bo bagiz' ubgira bgo kuj' iy' ari,
Ngo bamushikanir' ivy' igiciro.

4. Ko nd' umwana gusa, mbega mmuh' iki?
Ba bungere bari bafis' intama,
N' abanyabgenge bashikany' ivyabo:
None nomuh' iki? Mmuh' umutima.

## 237 r *We three Kings of Orient are. M.S.*

1. Twebg' abami batatu
Tuje tuzany' ishikanwa;
I wacu ni kure cane,
Turonder' Umwami.

*Ego, Inyenyeri ya Ycsu*
*Ni yo yaturongoye,*
*Twayibonye kw 'ijuru*
*Ni yo yadushikany'ino*.

2. Turazany' imibavu
Hamwe n' izahabu zacu.
Yesu ni we mwiza rwose,
Ni we Mwami wacu.

3. Uwo Mwami yitwa Yesu,
Yavukiy'i Betelehemu,
Tuzanywe no kumusenga,
N' Umwana w' Imana.

4. None raba Yes' Umwami,
Yazanywe no kudukiza,
Turirimbe Haleluya,
Yaj' Umutabazi.

## 238 r *The first Noêl. M.S.*

1. Kera can' abungere ni bo batanguye

Kwumv' inkuru z'ivyiza ko Yes' avutse:
Mw'ijoro ku musozi bumv'amajwi menshi
Y' ingabo zo mw ijuru zishima cane.

*Noël, Noël, Noël, Noël,*
*Havuts' Umwami w' Isirayeli*.

2. Kandi n' abanyabgenge naho bari kure
Na bo babony' ikintu cabatangaje:
Babony' ikimenyetso c' inyenyeri nini
Co kuberek' aho Yesu yavukiye.

3. Bamaze kubimenya k'Umukiza yaje,
Bagomvye kuj' iy' ari ngo bamusenge;
Ba banyabgenge bose bamuh' izahabu,
N' imibavu n' isenga bimota neza.

4. Natwe tuje kuri we, n' Umukiza wacu,
Yemeye gucishwa bugufi kubgacu;
Yatuguz' igiciro c' amaraso yiwe,
Ab' impongan' itubuza gupfa rubi.

5. Tumushimire cane kwa kuvuka kwiwe,
Tumushikanir' imitim' imenetse,
Umwami Yes' avuke no kur' uyu musi
Mu mitima ya benshi, bamunezere.

## 239 r *As with gladness men of old. G.B.116*

1. Uko ba banyabgenge
Baravye ya nyenyeri,
Bakayikurikira
N' umunezero mwinshi,
Natwe dukunde durtyo
Kurab' Umwami Yesu.

2. Baciye batebuka
Kuronder'uwo Mwana,
Baramupfukamira,
Ni we Mwami w' ijuru:
Natwe tumurondere,
Tumubon' Umukiza.

3. Baramushikanira,
Bamukurir' ubgatsi,
Baramurabukira,
Asumb' ab' isi bose:
Natwe tugire durtyo,
Duhe Yes' imitima.

4. Yes'Uwcra w' Imana,
Tuzigamtre rwose
Mu nzira yawe nziza,
Hanyum' uz' utujane
Mu bgami bgo mw ijuru,
Ahadacur' umwiza.

5. Abo mw ijuru bose
Nta matara bagomba,
Ni wewe muco waho
N' izuba ritarenga:
Yes' uz' utujaneyo,
Tuguhimbaze rwose.

**UMUSARABA**

## 240 r *Alas and did my Saviour bleed? G.B.149. or T.H.297*

1. Wa mwanya mu Getsemane
Sinzowibagira
Yes' aho wabir' urwuya
Rusa n' amaraso.
Sinzibagir' amagorwa
Wabonye kubganje,
Wunamye mw ivu kubganje,
Hamw' i Getsemane.

2. Wari mu biti ku kwezi
Hamw' ivyaha vyanje
Vyagutsindagira kw isi:
N' igihano canje.

3. Intumwa zagutayeyo
Na So yihishije,
Ntaho nzomeny' ivyo vyago
Vyagucumuk uje.

4. Kandi ni nakwibagira,
Mukiz' unyibutse
Rwa rwuya rwawe wabira
Kubganje, kubganje.

## 241 r *The story of the Cross. G.B.389. T.H.28*

1. Mbeg' uriya yambaye
Impuzu zitabutse,
Zihomets' amaraso,
Mbarira, n'uwa hehe?
Eh' ingen' ananiwe
N' igiti yikoreye,
Urya baboshe kurya
Ni nde, kand' azir' iki?

2. Uwo Munt' abay' artyo

Ni we Nyen' ubugingo,
Ni we Mwana w'Imana
Aziz' ivyaha vyawe.
Sigaho gucurumba,
Musang' i Gologota,
Upfukame wihane
Icamubambishije.

3. Ibisonga vy'amahwa
Ni vyo gitsibo ciwe,
Kand' intebe y'ubgami
Yabay' umusaraba;
Mbeg' Umwam' agizw' artyo
Yob' Umukiza wanje?
Ego, som' ikirego:
"Yesu w'i Nazareti".

4. Umve Yes' avug' ati
Mwana wanje nakunze,
Icankuye mw ijuru
N'ukuguh' ubugingo;
Ni wewe mboney' aya,
Ni wewe mbabarizwa,
Emera ndagukize,
Nkwuzuze n'Iman' ubu.

5. Mukiza ndakwihaye,
Mparir' ivyaha vyanje,
Uz'uhor'ummenyesha
Imibabaro yawe:
Ah' utung' urutoke
Ni yo nzira nzocamwo,
Nshits' ah' izoherera,
Yesu Mukunzi wanje.

## 242 *M.S.*

1. Nzama nsaba Mpwemu Yera
Ngw agendez' imbere yanje
Ivyo Yesu yangorewe,
Birarengereje cane;
Bingarura nkiri hafi,
Ngatinya kumuhemukira
.

*Mwami Yesu wanje,Nzokugendanira,*
*Mmeny' urukundo rw' Umukiza.*

2. Ni mwumv' amagonva yiwe
Yaboneye ngaha mw isi
Ahorw' abagarariji,
Twar' abo kuzogesezwa:
Amaraso y'Umukiza
Ni yo gusa yahadukuye.

3. Abansi b'Umwami Yesu
Bamusanz' i Getsemane,
Bamufashe, bamujana
Mw ikombe ry' abacamanza
Bamubohey' amaboko
I mugong' ari twebg' azira.

4. Bamushikanye mw ikombe,
Bamureg' ivy' atakoze,
Baramusananikira,
Ata ho yigez' ikibi:
Ivyo twagabitanije
Ni vy' Umukiza yishizeko.

5. Bamaze kumutsindisha
Baca baramucurira,
Batonagur' Umukiza,
Asigar' ar' ishishagu.
lyo mimyore ya Yesu
Ni yo gusa yadukijije.

6. Nta hantu yar' aciyumva,
Aremekw' umusaraba,
Bamujana kumubamba
Mu gahing' i Gologota,

## 243 r *Man of Sorrows. G.B.144. T.H. 258.*

1. Umunyamibabaro
N'izina rintangaza
Ry'Umwana w'Uhoraho:
Tumushime, n'Umukiza.

2. Yemeye guhemurwa
No gushinyagurirwa,
Apfir' abanyavyaha:
Tumushime, n'Umukiza.

3. Twatsinzwe n'urubanza,
We nta kibi yakoze,
Yatuberey'incungu:
Tumushime, n'Umukiza.

4. Bamubamvy' arangiza
Ivyo kuducungura,
Ati Birarangiye:
Tumushime, n'Umukiza.

5. Amaze kuva mu mva,
Yaraduze mw ijuru,

Avyagiranye na Se:
Tumushime, n'Umukiza.

6. Kandi ni yagaruka
Kutujana mw ijuru,
Tuzoririmba, tuti
Tumushime, n'Umukiza.

## 244 r *There is a green hill. G.B. 370.*

1. Harih' umusozi wa kure,
Bawita Gologota,
Ah' Umucunguzi yabambge,
Atubabarizwa.

2. Nta ho twoshobora kumenya
Imibabaro yiwe!
Twemeye rwose
kw ari twebge Yapfiriye rubi.

3. Bitum' ibicumuro vyose
Twacumuye ku Mana
Bikunvaho n'urupfu rwiwe,
Tukazoban' i we.

4. Nta wundi yoshobora kuba
Impongano y'ivyaha,
Ubgiwe yatwugururiye
Irembo ry' ijuru.

5. Kuko Yesu yadukunz' artyo,
Natwe ni tumukunde,
Twizigir' amaraso yiwe,
Tumwumvire rwose.

## 245 r *When I survey the wondrous cross. T.H.314.*

1. Mbonye wa musaraba wa Yesu,
Nkibuk' uko yawumpfiriyeko,
Nca nank' ivyo nahora nirata,
Nkumva ndabitituye rwose.

2. Singapfe ni ras' ikindi, Yesu,
Atari rwa rupfu wampfiriye;
Ivyahora bimpimbara kera,
Ndabishikaniy' amaraso.

3. Rab' umubabaro n' urukundo
Biva bivanze mu nguma ziwe:
Mwaribgumv' ikivange ben' ico,
Cank' amahwa kw ab' igitsibo?"

4. Naho noba nganz iyi si yose,
Nkagomba kuyitangakw inyishu,
Na yo nta ho yommarir' umwenda,
Nokererwa hanini rwose.

5. Urukundo rutangaje rurtyo
Numva rukwiye kunyitangisha,
N'umutima n' ivyo ntunze vyose",
'Ngo bib' ivyiw' avyiganzire.

## 246 r *M.S.*

1. Gologota ku giti
Ni ho Yesu yabambge,
Yabambge kugira ngo
Turonke kutagipfa.

2. Yes' mnaze kunesha,
Avug' ijwi rirenga,
Abivug' avyeruye,
Ati Birarangiye.

3. Amaze kubivuga
Aherakw arunama,
Yunamishwa n'ivyaha
Vyari vyarancumuje.

4. Non' antey' imbabazi,
Nihane sinongere.
Simbe nkimubabaza,
Aruhurw' umutima.

5. Abarons' ivy' umuco
Maze bakabivamwo,
Bongera kumubamba,
Bamutey' akabonge.

6. Twari twararuhijwe,
Twiganyira, twihevye,
None turaruhutse,
Yesu n'ubukiriro.

7. Yemw' abarway' ivyaha,
Naho mwoba ku mpfiro,
Ni muz' arabakiza,
Yesu ni we Muganga.

8. Mukiza ndakwihaye,
Ni wewe wandondeye,
Uko nzoba ndi kose
Yesu, nzama ngushima.

## 247 *M.S.*

1. Mukiza ku musaraba.
Wankijij' ivyaha vyanje:
Ni h'ihumure ryatanguriye;
Ngumishaho mu mbabazi.

2. Mukiza ku musaraba
Wankijij' ivyaha vyanje:
Ni h'amahoro yatanguriye;
Ndaj' uyampan' urukundo.

3. Mukiza ku musaraba
Wankijij' ivyaha vyanje:
Ni h'ubugingo bgatanguriye;
Ni napf uzomp' ubugingo.

## 248 r *Near the Cross. T.H.271.*

1. Hafi y'umusara,ba
Har' isoko nziza,
Bose banywako gusa,
Ivamw' agakiza.
Ngumeho, ngumeho
ku, giti Ca Yesu,
Amoroso yiwe n'isoko
y'ubugingo.

2. Hafi y' umusaraba
M parons' imbabazi,
Umuco wera watse
Mu mutima wanje.

3. Hafi y' umusaraba
Mpwem' Imana Yera.
Unyerek' Umukiza
Ngo mmukuiikire.

4. Mwami Yes' unyemcze
Uwo musaraba
Kugira ngo ngendere
Mu gitutu cawo.

5. Ni w'utuma nemera
Kwank' ivy' isi rwosc,
Kukw ari w'unkundisha
Yesu yampfiriye.

6. Hafi y'umusaraba
Ni ho nzohora mba,
Ndorereye ça gihe
Nzojabuk' uruzi.

## 249 r *Down at the Cross. T.H.287.*

1. Nitegerej' umusaraba,
Umwe Yesu yadupfirako,
A ho ni ho natakambiye
Ngw az' antabare.

Yes' Umwam' ahimbazvee,
Yes' Umwam' ahimbazwe,
Ni h'amaraao yankoreye
Ku mutima, wanje.

2. Iman' ishimwe kukw inkiza
Inkomezi z'ivyaha zose,
Vyatumye Yes' angereramwo:
Nzama mmushima.

3. Ya soko nziz' ikur' ivyaha,
Mpimbawe n'uko nayozemwo,
Ni yo Yes' ahor' ankirisha,
Akantunganya.

4. Ngwino kw isoko nini nziza,
Ca bugufi wa murushwa we;
Shika ku nyundo z'Umukiza
Ngw agutunganye.

## 250 *In the Cross of Christ I glory. Tune G.B.373(2)*

1. Nirata wa musaraba
Yesu yampfiriyeko.
Ivyo mu gitabo vyose
Ni ho biserukira.

2. lyo mpuye n' amagorwa,
Mpemukiwe n' abantu,
Umusarab' uzontera
Amahoro y' Imana.

3 Ubu ngendera mu muco
W Iman' izuba ryanje,
Ndushaho kubon' inzira
Kuko nakirwa na yo.

4. Imigisha n' amagorwa
Vyezwa n’ umusaraba,
Mûri wo har' amahoro,
N' umunezero mwinshi.

## 251 r *Beneath the Cross'of Jesus. Tune G.B.678*

1. Musi y'umusaraba
WUmukiza Yesu,
Ni ho nifuza rwose
Kwama mpagaraye;
N'ibuye ry' igitare
Rimber' igitutu,
Rinkiza n'indugumba
Mu rugendo rwanje.

2. Mu musaraba wiwe
Ni ho mw ihuriro
Ry' ukuri n'urukundo
Vy' Tman' ihoraho:
Nk' uko mûri za nzozi
Yakobo yarose,
Wabay' icuririzo
Gishika mw ijuru.

3. Hirya y'umusaraba
Mbona nyabarega,
N'umunwa w'i kuzimu
Wakamw' umuriro:
Ariko hino yaho
Har' umusaraba,
Uteze nk' amaboko
Ng' unkize singweyo.

4. Kur' uwo musaraba
Umenga nshobora
Kubona Yes' abambge,
Ari jew' azira:
Ncumitwa mu mutima,
Mbony' igitangaza,
Ko yemeye kunkunda
Naho nami'bamvye.

5. Musi y'umusaraba
Ni ho nzogercra,
Naho nohomb' ivyanje
Bizomber' inyungu.
Nta kizonter' isoni,
Shit' ivyaha vyanje,
Nzama nirata gusa
Uwo musaraba.

**UKUZUKA**

## 252 r *Low in the grave He lay. G.B.166. T.H.205.*

1. Umukiza Yesu yaryamye mu mva
Akirorerey' igihe ciwe.

*Ku wugira gatatu, Arazuk' aneshej' urupfu,*
*Ava mu mwiz'arusize rutsinzwe, Ahor'arih'ibihe bidashira.*
*Yarazutse! yarazutse!*
*Tumushime, yarazutse.*

2. Barindiy' ubusa Umwami wacu,
Bugay'' imva yiwe, bib' ubusa.

3. Ingoyi z' urupfu yaraziciye,
Runanirwa rwose kumugumya.

## 253 r *The strife is o'er G.B.165.*

1.Haleluya! Haleluya! Haleluya!
Yesu yarangij'intambara
Kuko yanesheje Satani,
Tunezerwe, tumuhimbaze, Haleluya!

2. Kand' ubushobozi bg'urupfu
Ni we yabunesheje rwose,
Tunezerwe tuvuz' impundu, Haleluya!
3. Yesu ku wugira gatatu
Yazuts-' ari n'icubahiro,
Non' ahangamanye n'Imana, Haleluya!

4. Kand' ibihindizo vy'urupfu
Yabihomvoreye hariya,
Muririmbe ; mumuh' impundu: Haleluya!

5. Udukuz' imyore yawe
Uruboyi rubi rw'urupfu,
Ngo tubeho tukuririmbe: Haleluya!

## 254 r *Look, ye Saints. Tune G.B.337*

1. Yemwe, rab' igitangaza:
Wa Munyaraibabaro
Yaneshej' Umurwanizi,
Tumukomer' amashi:
Haleluya, Haleluya,
Tumwimike n' Umwami!

2. Muh' igitsibo c' ubgiza,
Ngo tumushengerere;

Mumuh' intebe y' inganji,
Ririmba vuz' impundu:
Haleluya, Haleluya,
Ari n'inganji nyinshi.

3.Kur' igitsibo c' amahwa
Bamwambitse batwenga:
Mwambik' ic' icubahiro,
Mwemere kw ar' Umwami:
Haleluya, Haleluya,
Ganza, ganza Mukama!

4. Vuz' impundu, semerera,
Yanesheje Satani!
Yashitse mu bgiza bgiwe,
Tumukurir' ubgatsi!
Haleluya, Haleluya,
N' Umwam' aganz'abami!

## 255 r *Jesus Christ in risen today. G.B.170*

1. Yesu Kristo yarazutse,
Tumushime, tuti Haleluya!
Uyu musi tunezerwe,
Tumushime, tuti Haleluya!
Kera ku musaraba
Ni ho Yesu yatubabarijwe
Ngw ab' impongano y' ivyaha vyacu
Haleluya, muze tumuhimbaze.

2. Yes'Umwami wo mw ijuru,
Tumushime, tuti Haleluya!
Tumushimish' indirimbo,
Kukw ar' Umukiza w'abo mw isi,
Yarabambg' arahambga
Kugira ngw adukurekw ivyaha,
None yaranesheje rwa rupfu,
Haleluya, muze tumuhimbaze.

3. Ivyo Yesu yababajwe
Tubimushimire, Haleluya!
Ni vyo vyonyene vyatumye
Tugir' ubugingo budashira;
None yimye mw ijuru,
Ni h'ashimwa n'abamarayika,
Natwe dushimane na bo, tuti
Haleluya, muze tumuhimbaze.

## 256 *Jesus lives! G.B.167*

1. Yesu Krist' arazutse,
None ntidutiny' urupfu;
Kuko yaruneshejе,
Nta butware nigifise. Haleluyal

2. Non' urupfu n' irembo
Ry' ubugingo budashira,
Ivyo bidutinyure
Ni twagenda kuricamwo. Haleluya!

3. Yesu yadupfiriye:
Ariho, natwe tubeho;
None tumusbimishe
Imitima yac' ikeye. Haleluya!

4. None nta coshobora
Kudutandukanya na we,
Aratuzigamira
Hose kand' imisi yose. Haleluya!

5. Aratugumbiriye,
Nta n'umw'azomutunyaga,
Naho yoba Satani
Cank' ivyago cank' urupfu. Haleluya!

6. Ariho, ni we Mwami
W'ijuru n'isi wenyene;
Tuzomusang' ly' ari,
Twamane na we na ntaryo.
Haleluya!

## 257 *M.S.*

1. Kristo yarazutse,
Urupfu rwaneshejwe!
bhengero ryiwe ryose
Riririmbe n'ijwi rirenga:
Mwami mw ijuru, n'ushimwe.

2. Kristo yarazutse,
Turakuwekw ivyaha!
Ishengero ryiwe ryose
Riririmbe n'ijwi rirenga:
Mwami mw ijuru, n'usbimwe.

3. Kristo yarazutse,
Azonjana mw ijuru!
Ishengero ryiwe ryose
Riririmbe n'ijwi rirenga:
Mwami mw ijuru, n'ushimwe.

## 258 *M.S.*

1. Krist' ubu ni muzima,

Yabay' intsinzi y'urupfu.
Iyo nganji n'iyacu
Kw ari twegbe yapfiriye.
N'inganj' itazokurwaho,
Kuko Krist' ari muzima.

2. Yavuye mu kuzimu,
Natw' azohaturokora,
Ijuru tuzosanga
Yes' aritwugururiye.
N'inganj' itazokurwaho,
Kuko Krist' ari muzima.

**MPWEMU YERA**

## 259 *In the upper chamber. M.S.*

1. Bari baje gukorana,
Nta ndobeke yarimwo,
Mpwemu Yera ni ho yaza
Atumwe n'Imana.

*Mwami, tuma nonaha inkomezi*
*Mpwemu, Umubatizo n'uyo, ubatize wese.*

2. Inkomezi zo mw ijuru
Zaraje kuri bo
Nk' umucanwa watse rwose
Uzanywe na Mpwemu.

3. Barahaw' umubatizo
Barorereyeyo,
Kuko bari biteguye,
Nta caha carimwo.

## 260 *G.B.702. T.H.324*

1. Mana Mpwemu, n'unyemere
Kuko Yes' ari w'anganza.
Nta wundi nz' atari Yesu
Yam' anezereje cane.

2. Mpwemu w'ukur' undongore
Mu vy'ukur' imisi yose
Simve ku kwizera nyakwo,
Sintenzekanye na gato.

3. Sinomeny' Iman' undetse.
Sinomenya n'Umukiza:
Wake mu mutima wanje
Kugez' umusi wo gupfa.

## 261 *Holy Spirit, Faithful Guide. M.S.*

1. Mpwemu we, Mufasha wacu,
Uhor' uduhumuriza,
Uturongor' utwengenga
Mu mahanga tuj' i wacu.
Abarush' ubakomeze.
Ubumvish' ijwi ryawe.
Rihamagara ngo Ngwino
Kuri jew'unkurikire.

2. Mpwemu we, Mukunzi wacu,
Duhumurize. dufashe
Ntidukekeranye na mba,
Ntitugendere mu mwiza,
Ni twageragezwa nabi,
Twankiwe n'ukwizera,
Duhamagar' uti Ngwino
Kuri jew' unkurikire.

3. Mpwemu we, Muvunnyi wacu,
Ndamutse ntsinzwe n'urupfu,
Nshitse ku nkombe y'uruzi,
Ngatakishwa n'ubgoba, nti
Mbega ndarujabuka nte?
Mfasha kubg' amaraso:
Umpamagar' uti Ngwino
Aho naguteguriye.

## 262 *Fill me now. T.H.63*

1. Nyinjiramwo Mpwemu Yera,
Undemesh' umutûna,
Nyuzuramwo wewe wera,
Kaza, kaza, nyuzura.

*Nyuzura, nyuzura,*
*Yesu ngwin' unyuzure,*
*Nyuzuramwo viewe wera,*
*Kaza, kaza, nyuzura.*

2. Ubugaba bganje bgose
Ndabugushikirije,
Mpwemu we, Munyabugingo,
Kaza, kaza, nyuzura.

3. Urashobora nûabizi,
Naho ntaz' uk'ugenza,
Ndakugomba, ndakwifuza,
Kaza, kaza, nyuzura.

4. Non' unyez' ump' umugisha,

Unyuhagire rwose;
Mpwemu mwiza, ndagushimye,
Wemeye kunyuzura.

## 263 *Breathe on me Breath of God. G.B.683*

1. Mpwemu w' Uhoraho,
Umpumekeremwo
Ngo ndonk' ubugingo busha,
Butunganye rwose.

2.Umpumekeremwo
Unyez' umutima,
Ngo nkund' ico wew' ukunda,
Nkore n' ic' ugomba.

3. Umpumekeremwo
Ngo mb'uwawe rwose,
Umuriro wawe wake
Mu mutima wanje.

4. Umpumekeremwo
Sinzokwigera mpfa,
Nzoheza mporane nawe
Ntunganye, nejejwe.

## 264 r *Gracious Spirit,Holy Ghost. Tune G.B.676.*

1.Mpwemu Yer' udukunda,
Ni we watwigishije
Kwifuz' ingabir' imwe
Irut' izindi.

2. Ni yo rukund' uduha,
Urubuze n' ubusa,
Naho yogir' izindi
Ngabire nyinshi.

3. Urukundo rugira
Neza, rukihangana,
Nta n'ishari rugira,
Ntirwirarira.

4. Rwank' ibitey' isoni,
Ntirugomba n' ivyarwo,
Rwama rufash' abandi,
Nta ho ruraka.

5. Kand' ivyaha vy' abandi
Ntaho biruhimbara,
Kuko runezererwa
Ibitunganye.

6. Rwihanganira vyose,
Rwama rwizer' abandi,
Ntirwiyumvir' ikibi
Ku muntu n' umwe.

7. Kwizigir' ibizoba,
Kwizera, n' urukundo,
Ivy' ukw ari bitatu
Bizohoraho.

8. Mpwemu Yer' uturonse
Izo ngabire zose,
Arikw ikibiruta,
Duh'urukundo.

**KUGARUKA KWA YESU**

## 265 *Christ returneth. G.B.177. T.H.154*

1. Hoba mu gitond' abantu bakivyuka,
Izuba rimenny" ijuru rikirasa,
Ntituz" igihe, aho Yes' azozira

*Aje gukur' abiwe mw isl.*
*Uzogeza ryari, Yesu? Garuka Mukiza!*
*Yes' araje, haleluya, haleluya, amen,*
*Haleluya, amen!*

*2.* Hoba ku murang' abantu bagikora,
Hoba mu gicugu bagisinziriye:
Tuzobon' aje nk' umuravyo w' ubgiza
Gukorany' abiwe mw isi.

3. Ingabo zo mw ijuru zizoririmba,
Ziti Haleluya, dushim' Umukiza!
Zizozanana na we mu bgiza bgiwe
Aje gukur' abiwe mw isi.

4.Wa musi namba tuzoba tukiriho
Tuzoja mw ijuru tutabony' urupfu,
Tujananwe n'abazutse mu bapfuye,
Dusanganir' Umukiza.

## 266 r *Thy Kingdom come. Tune G.B.80.*

1. Man' ubgami bgawe
Buze mur' iyi si.
Tsind' Umurwanizi
N'ububasha bgiwe.

2. Dukumbuye Mwami

Amahoro yawe:
Urwanko rwo mw isi
Ruzoshira ryari?

3. Dukumbuy' igihe
Ah' indwano zose
Zizohung' imbere
Y'ah' uri, Mukiza.

4. Zan' inganji mw isi,
Tukwifuza cane,
Twarerets' amaso
Aherayo, Mwarai.

5. Abagukengera
Ni nk' amabingira
Batikiz' intama
Zawe ziri mw isi.

6. Amahanga menshi
Yicaye mu mwiza:
Yesu we Nyenyeri
Ubatambikire.

## 267 r *Till He come. M.S.*

1. Turemeshw' imitima
No kwizigira cane
Ko Yes' azogaruka,
Igihe kiri hafi rwose,
Tuzonezerwa cane
Aho Yes' azozira.

2. Kand ' abakunzi bacu
lyo bavuye mw isi,
Tukababara cane,
Tugasigaran' amagorwa,
Dusigeho kurira,
Tuzokira ni yaza.

3. Naho twogir' ivyago
Vy'uburyo bubi bgoss,
Cank' amarushwa menshi,
Dutinyuke, mw isi s'i wacu:
N' ivyo kwihanganirwa
Kugez' ah' azozira.

4. Tury' Ingaburo yiwe,
Umutsima na vino,
N' icibutso ça Yesu
Kugez' igih' azogaruka;
Ni h' azogaburira
Abo yatoranije.

## 268 r *When He cometh. G.B.655. T.H.332.*

1. Yes' ah' azogarukira
Akajan'abiwe,
Bemeye kumuyoboka
Batoneshejwe.

*Bazakank' inyenyeri;*
*Mu gitsibo ciwe,*
*Bazob' ubgiza bgiwe*
*Azoshazisha.*

2. Azobakoranya hamwe
Abo yakijije, Ni bo ntete z'ubuyeye, Batoneshejwe.

3. Yemwe bana, yemwe bana,
Bakund' Umukiza; Mur' intete z'igitsibo
Azoshazisha.

## 269 r *There'll be no dark valley.T.H.242.*

1. Yesu ni yaza tuzonezerwa,
Urupfu ruzoba rukombowe
Nta wuroc' ukundi mu gitutu
Ca wa mwonga w' urupfu.

*Dukumbuye Yesu cane,*
*Icoduf? akaza vuba,*
*Yesu ni yaza tuzonezerwa,*
*Aje kujan' abiwe.*

2. Yesu ni yaza tuzonezerwa,
Azomara mw is' umubabaro,
Azohanagurish'imbabazi,
Amosozi y'abiwe.

3. Yesu ni yaza tuzonezerwa,
Azotwakiran' uffiunezero.
Nta ho tuzotandukana na we
Ni yadushikan' i we.

## 270 r *Lo He comes G.B.337*

1. Uwadupfiriye kera
Araz' ari mu bicu,
Umwam' aramanukana
N'abera biw' isinzi:
Tumushime, tumushime,
Umukiz' aragaruka.

2. Ariyerek' abo mw isi
Ari mu bgiza bginshi,
Kand' abamukengereye
Bakamubatnba kera
Baraboroga bamenye
Kw ari we Kristo w'ukuri.

3. Kand' inkovu za za mambo
Araza zikiriho,
Kand' abacunguwe bose
Barazinezererwa:
Mukiza ni twaziraba
Tuzicwa n'umunezero.

4. Nuko twese tugusenge,
Yes ushizwe hejuru,
Ubgami n'icubahiro
Ubishikire Mwami.
Urakaza! Haleluya!
Ni wewe Mwami wenyene.

## 271 r *When the roll is called up yonder. T.H.102.*

1. Aho tuzokwumv' inzamba
z' Umwami wacu Yesu,
Bugac' uwo mus' urangiza kwira.
Ni h' abakijijwe bo mw isi
bazokoranira
Hirya mw ijuru bajabuts' uruzi.

*Uwo musi w' imperera*
*Hazobumburw' igitabo*
*Canditswemw' abakijijwe,*
*Mu marina yab' iryanje ririmwo.*

2. Wa mus' abapfiriye mu Mwami
bazova mu mva,
Basangiye na w' ukuzuka kwiwe,
Bazohurira mw ijuru n' abazoba baribo,
Nanje nyene sinzobura kuhaba.

3. Yesu Databuja nzomukorer' umusi wire,
Nze namamaz' urukundo rw'Imana,
Maze mpejej' ivyo ndamukorera mur' iyi si
Azonyemerera kuja mw ijuru

## 272 r *At the gates. M.S.*

1 .Umwam' ageze kw irembo,
Yabambge ku musaraba,
Yaje gukorany' abera,
Babane mw ijuru.

*Kw' irembo, kw'irembo,*
*Kw'iremb' ub' ari k' irembo!*
*Nukw'araje, nukw'araje,*
*Kand' ageze kw'irembo!*

2. Ivyerekana yukw aje
Birihuta kuboneka,
Kandi tugira duhabge
Kuramba ntidupfe

3. Nta h' intambar' izoshira,
Nta h' amahor' azohora
Kugez' ivyaha n'urupfu
Bitsinzwe na Yesu.

4. Maze mw isi yagizwe nsha
Ni ho hazocik' i wacu,
Kudapfa gukuyc gupfa,
Ata mubabaro!

## IZ'IGITONDO

## 273 r *Awake my soul. M.S.*

I. Twikangure, twikangure,
Dukor' ibikorwa cane,
Twitange tnb'ishikanwa
Ryo guhimbar' Uhoraho

2. Kera twamye tur'ubute
Noneho muze twihane
Dukorer' Imana yacu
Dushimitse vy'ukuri.

3. Kumbur'umus'urupfu
Rwoshika rukatwubira,
Canke Yesu yogaruka:
Bisange tugororotse

4. Tureke kwigira beza,
Twibuke yuk' Uboraho
A bon' ivyo mu mitima.
Kw ata co twomunyegeza.

5. Nk' ukw Imana yaduhaye
Izuba ryo kutwakira,
Tumurikir' imitima
Y' abari mu mwiza mwinshi.

6. Twikangure, tuyishime,
Turirimban' indirimbo

N’abayishimira bose
Mw ijuru no mw isi hose

7. Mukiza, turikanguye,
Utwuzuze Mpwemu wawe,
Duhimbarish' Iman' ivyo
Tuvuga n' ivyo dukora.

## 274 *M.S.*

1. Wa zub' utumwe kutunezereza,
Non' ehe buratamanzuye rwose;
Mutima wanje, ririmbir' Imana,
Roresha nonaha ivyiyumviro ku
Mwami mw ijuru

2. Imana yatuginy imbabazi
Zingana n' myenyeri zitovugwa,
Zingana n' udutonyanga tw' ikime;
Kand' uko bukeye wam' ump'imbabazi
Zisesekaye.

3. Imana yaray' inzigamye neza,
N' aba bose bacu n' urugo rwacu,
Kandi nta rupfu rwadushikiriye;
Rwaraturenganye: ndamutse
nkiriho: Mar.a n' ushimwe.

4. Icaha ntikimpumish' umutima;
Mbony' ivy' Iman' igomba ndabikore.
Mana mw ijur' ungirir' imbabazi:
Kand' umpezagirr mu vyo nkora vyose:
Ni wew unganza

## 275 *Tune G.B.64. T.H.139 or M.S.*

1. Mutima wanj' ikangure
Umutwenz' urakitse,
Kand'izuba ry' imbabazi
Riraboneka na ryo,
Ryak' imbere mûri jewe,
Ngir' umutim' ukeye.
Risuk'abadayimoni;
Mu murir' udashira.

2. Mwami Yesu, n'umatishe;
Kw ijambo ryawe ryera,
Ungaburire ngo mpage ;
Umutsima w' ubuntu,
Umpumuriz' undemeshe,
Unzigamishe Mpwemu,
Ndek' ibibi vy' isi vyose,
N' imitego v' Umubi

### IZ’UMUGOROBA

## 276 r *O que Ta main paternelle. M.S.*

1.Man' ubu ngira nsinzire,
Unzigam' iri joro,
Mbundikiriz' amababa.
Ibibi ntibinzeko,
Ibibi ntibinzeko

2. Kandi Mwami ntararyama,
Mparir' ivyaha vyanje,
N' ivyo nagucumuyeko,
Ubinkureko Mana,
Ubinkureko Mana

3. Kand' uryamik' amahoro
Bene wacu n' incuti,
Bato n' abakuze bose
Babe mu nyonga zawe,
Babe mu nyonga zawe

4. Kand' uraban urukundo
Abababaye bose,
Unezerez' abakene
Abarway' ubakize
Abarway ubakize

5. Mwami ndangij’ivyo nsenga,
Nsinzire nkwiseguye,
Maze mmenye ko nzigamwa
N' urukundo rwa Data.
N' urukundo rwa Data

## 277 r *Abide with me. G.B.319*

1.Mwam' ubugingo bgacu ni nk'umusi,
Ni bugufi rwose, ntiburamba,
Ibinezera vyabgo birashira:
Mwam' udahinduka, tugumane.

2. Gumana nanje, kuk' umus' ukuze,
Raba burije ntunsige nd' umwe.
Nta wundi nizigiye yontabara,
Tugumane Mwami, tugumane.

3. Na ntaryo Mukiza ni wewe ngomba,
Tutabanye Satani yonnesha,
Ububasha bgawe ni bgo bunkiza,
Tugumane Mwami, tugumane.

4. Umpoze hafi nta mwansi notinya,
Kand' amarushwantiyombabaza,
Warakuyeh’ uruboyi rw' urupfu,
Tugumane Mwami, tugumane.

5. Mwami, no ku musi nzocikanako,
Nzobon' ubgiza bgawe mw ijuru,
Ni ho nzoba mvuye mu mwiza w'isi,
No mu rupfu Mwami, tugumane.

## 278 r *Sun of my soul. G.B.599.(1), T.H.309*

1. Mukiza, ni wewe zuba ryanje,
Nta joro ngir' uri hafi yanje,
Ivy' isi ntibib' igicu
Kinkingiriz' umuco wawe.

2. Kand' itiro ryiz' iyo rigira
Riruhur' amaso yanj' arushe,
Nibuke yuko mw ijuru
Yesu, nzohora nkwiseguye.

3. Wiriranwe nanje Mucunguzi,
Tutari kumwe nobaho nabi;
Twamane kandi mw ijoro,
Tutabanye notinya gupfa.

4. Namba hagiz' uwakengereye
Ijwi ry" Imana kur' uyu musi,
Tangura none Mukiza,
Kumurangir' inzira nziza.

5. Mwam' ubane maso n' abarwaye,
Uh' abaken' imigisha myinshi,
Abagandariy' ababo
Mwam' ubasinzirize neza.

6. Mukiza, tuze twikangurane
Umugish' udufash' ibikorwa,
Ni twapfa tuze tujane
N'urukundo rwawe mw ijuru.

## 279 r *Day is dying in te west. G.B.609.*

1. Eh’ umus’urakuze,
Turuhuke burije,
Ni muze duhimbaze
Umuremyi w' ijuru N' isi yose.

*Yera, Yera, Yera, Nyen' ingabo:*
*Wuzuy' ijuru n' isi, Twese tuguhimbaze*
*Mwam'Imana!*

2. Mwami Nyen'ubugingo,
Abagukunda twese
Utugumbire none
Mu gikiriza cawe; Bgirukiro.

3. Nah' umwiza wocura,
Ntiwoduhish' Imana,
Dukundish' imitima
Nyen' umuco n' umwiza,Tumushime.

4. Wa musi ni washika
Tukazobon' umuco
Uva mu nyonga hawe,
Duhe kuzoboneka ;Twiteguye.

**KURONDERA ABANDI**

## 280 r *There are lonely hearts. M.S.*

1. Imis' irahita vuba,
Irahita yiruka,
Ikigenda benshi bapfa
Batameny' Umukiza.
Har'igikorwa cacu
Tugikoran' umwete,
Tubandanye dukore,
Imis' itarahera.

*Irahera, irahera,*
*Imisi irahera.*
*Ni tuve hasi twese,*
*Tureke gukererwa.*

2. Wobib' imbuto z' ivyiza
Mu mitima y'abantu,
Amosozi y'abarira
Woyabah anagura,
Hariho n'abaguye,
Kubavyura ni kwiza,
No guhumur' amaso,
No kuvur' ibisebe.

3. Ivyo vyoshobokera nde?
Wewe wobishobora,
Namb' ufise.
Mpwemu Yera,
N'urukundo rw'Imana:
Ikunda kubiduha
Tubigomvye vy'ukuri:
Tuyisengan’ umwete,

Dukor' ivy' imbabazi.

4. Ic' Umwami Yes' agomba
N' ukugendana natwe,
Ngw aruhur' abananiwe
Bamutey' ibitugu.
Kandi yaravuz' ati
Uzonyizera wese
Azobgir' imisozi
Ngw itabge mu kiyaga.

5. Nta c' utiny' ibir' imbere,
Yes' azogushoboza.
Umuh' umutima wawe,
Awiganzire rwose!
Isi yubahe Yesu!
Yadutsindiy' urupfu
Bo n' abadayimoni:
Ubu ni we dufise.

6. Rek' ukwo kwizera guke:
Na ruhebga yokizwa!
Ibuka yuko Paulo
Yar' umwansi w' ivyiza;
Yesu yamuhwikiye
Atabizi na gato,
Ac' akizw' uwo mwanya,
Ab' intumwa ya Yesu.

7. Ngo n' ubu, mugende mwese,
Mûri kumwe na Yesu;
Mumubgir' abatamuzi,
Na bo baz' .abakize.
Nta co mugaburura,
Canke ngo munanirwe,
Mutarabashikana
Ku Mukiz' abifuza.

## 281 r *Jesus saves! G.B.620. T.H.123*

1. Twumvis' inkuru nziza;
Ko Yesu akiza!
Bibgir' abantu bose
Ko Yesu akiza!
Bivuge mu gihugu,
No mu mihana yose,
Menyesha n' abahona
Ko Yesu akiza!

2. Mumenyesh'abarushe
Ko Yesu akiza!
Mumenyesh' abagowe
Ko Yesu akiza!
Yaviriy' amaraso
Yiwe ku musaraba
Kugira ngo ntibapfe:
Ni Yesu akiza!

3. Mumenyesh'abakuru
Ko Yesu akiza!
Mumenyesh'abigisha
Ko Yesu akiza!
Mubibgir'abo hafi.
N'ababa kure hose,
N'abo mu bisagara
Ko Yesu akiza!

4. Yemw'Abarundi mwese,
Ni Yesu akiza!
Mwihane mumwemere.
Ni Yesu akiza!
Abiga n'abakora,
Abavyeyi n'abana,
Yabapfiriye mwese;
Ni Yesu akiza

## 282 r *How many sheep are straying ! G.B.627.*

1. Harih' abazimiye
Batay' Uhoraho,
Umenga ni nk' intama
Zahabiye kure
Ziri hafi y' imariga.
Zikicwa n' imbeho,
Zigahigwa n' imfyisi;
Abo ni ko bari.

*Muze tubarondere,*
*Barajigirijwe,*
*Tuzogir' akaneza*
*Tuzany' uwahavye.*

2. Hemeye nde kugenda
Kuronder' intama,
Akarind' amagorwa,
Atocobogora?
Aronderan' umwete
Nk' uronder' itunga,
Za ntama zazimiye
Zikundwa na Yesu.

3. Nah'umerewe neza,
Mbega wumv' ufise
Ishaka nkujana

Kuronder' abantu?
Nah' ar' aboroheje,
Bagawa n' abandi,
N' abantu b' igiciro
Mu nyonga za Yesu.

4. Kand' irembo ry'urugo
Ryama ryuguruye,
Yesu ni h' ahagaze
Abahamagara;
Yabuz' abobacura,
Ni wew' abarira,
Ati Gend' urondere
Abo napfiriye.

5. Vyob' ari vyiza Yesu,
Bgokwira tukaza,
Tukakubgira, tuti
Ryarinze rirenga
Turonder' abahavye,
Kandi bahimdanye:
Ngaba turabacuye,
Bashire mu rugo

## 283 r *Bring them in. M.S.*

1.Umve rya jwi ry' Umwungere,
Ni we Yes' Umutabazi;
Arahamagay' intama,
Zashaye mu vyaha vyinshi
Zizane, zizane,
Izo ntama ziri mu vyaha.

*Zizane, zizane,*
*Zana zose kuri Yesu.*

2. Uzofasha Yesu mbega,
Kuzan'abo banyavyaha?
Yadutumye twebge twese :
Turonder' abazimiye.;

3. Abantu benshi bagenda
Mu nzira zose z' ivyaha;
Yesu ngo Gend' ubazane,
Ngomba ko bamber' intama.

## 284 r *The ninety and nine. G.B.222. T.H.231.*

1. Har' intam' urwenda na cenda
Zari mu ruhongore,
Arikw imwe yar' ihabiye
Kure cane y'irembo:
Mu manga kure no mw irinde,
Itay' Umwungere yayikunda,
Itay' Umwungere yayikunda.

2. Mwam' intama zawe kw ari nyinshi,
Mbega ntiziguhagije?
Umwungere yishur' at' Oyaye,
Iyo na yo yar' iyanje;
Naho yoba yambukiye kure
Ndagiye kuronder' intama yanje,
Ndagiye kuronder' intama yanje.

3. Abacunguwe nta ho bazomenya
Inzuzi yajabutse,
N'umuzimagiza yaciyemwo
Aronder' iyo ntama;
Yumva yabiriy' aho yari
Asang' ivunits' igomba gupfa,
Asang' ivunits' igomba gupfa.

4. Igihururu mbona kirekire
Camaraso n'ic' iki?
Ati N'ayo naviriy' iyo ntama
Ndiko ndaytrondera. Mwami,
wishwe n'iki mu biganza?
Au N'amahwa ndi kuyirondera,
N'amahwa ndi kuyirondera.

5. Umv' iryo jwi n' iry'Umwungere
Azanany' akaneza,
Ati Tunezeranwe, ko mbonye
Iyari yazimiye.
No mw ijur' abamarayika
Bashim'Imana banezerewe,
Bashim'Imana banezerewe.

## 285 r *Rescue the perishing. G.B.433. T.H.166*

1. Kiz'abanyavyaha, tabar'abapfa,
Bakure mu vyaha no mu rupfu;
Habur' abahavye. vyur' abaguye.
Babgire ko Yes' azi gukiza.
Kiz' abanyavyaha, tabar'abapja:
Yes' Umunyembabaz' arakiza.

2. N'abamukengera na bo ntabanka,
Arorereye ko bokwihana,
Binginge bemere, ubasengere,
Ni bizer' azoc' abaharira.
Toz' abazimiye inzira nziza,
Bareke guhahamir' ivy' isi;
Kanguz' imitrma yab' urukundo,

Bagaruke ku wabacunguye.

4. Kiz' abanyavyaha, urabikwiye,
Umwam' azoguh' ubushobozi;
Bos' ubasubize mu nzira ntoya,
Menyesh' Induhe ko zarokowe.

## 286 r *Bringing in the sheaves. G.B.438.*

1. Biba mu gitondo imbuto z'ineza,
Ubib' umurango n'umugoroba;
Rorera ko zera, Umwimbuz' azoza:
Tuzany' ivyimburwa tuzonezerwa.

*TUzonezerwa. tuzonezerwa*
*Tuzany' ivyimburwa tuzonezerwa.*

2. Bib' izuba ryaka, biba, mu gitutwa
Ntutiny' ibipfungu n'imbeho nyinshi;
Ishwabura ni ryashika twihanganye,
Tuzany' ivyimburwa, tuzonezerwa.

3. Tugende turira tubibir' Umwami,
Namba tubabazwa n'abazimiye:
Hazobah' umusi tuzohozwa na we,
Tuzany' ivyimburwa tuzonezerwa.

## 287 r *Jesus shall reign. T.H.282.*

1. Yes' azoganz' ibihugu vyose
Iyo biva bikagera,
lyi si yos' izocik' ubgami bgiwe,
Ni we Mwam' aganz' abami.

2. Bazomusenga badahumeka,
Bazomutazira cane,
Izina ryiwe rizoba nk' imibavu
Itamiran' isi yose.

3. Ni twihute tujan' ubutumwa
Mu moko yose yo mw isi,
Ngw indimi zose zize zivug' ishinwe
Ry' Umukiza wacu Yesu.

4. Mu bgami bgiwe har' imigisha:
Imbohe zirabohorwa,
Kand' abarushe ni Yes' abaruhura
Amar' abor' ubukene.

5. Ni tuve has' ivyaremwe vyose,
Duh' Umwam' icubahiro,
Muririmbane natwe. bamarayika,
Tuti N' ahimbazwe, amen!

## 288 r *Jesus loves me. T.H.331. G.B.661.*

1. Urukundo rwa Yesu
Rwashitse kuri twebgc,
Rudukurako rwose
Urubanza rwo gupfa.

*Yes'arankunda,*
*Yes' arankunda,*
*Yes' arankunda,*
*Ni we yampfiriye*

2. Abataribgahabge
Ubugingo bg' Imana,
Twihute tubabgire
Urukundo rwa Yesu.

3. Nk'uko yadukunz' artyo,
Akadupfira twese,
Natwe dukunde durtyo
Abakiri mu vyaha.

4. Aho Yes' azozira
Ngw aje ku ngoma yiwe,
Tuzumv" ijwi ryiw' ati
Mwebge mwakoze neza.

## IGITABO C'IMANA

## 289 r *Holy Bible Book Vivine. G.B.349.*

1. Igitabo c' Imana
Ndagikunda, n" icanje:
Ni co kimbgir' ukuri
Yuko nd' umunyavyaha.

2. Kinyigish' urukundo
Rw' Umucunguzi wanje;
Kand' iyo ntay' inzira
Y' Imana, kirampana.

3. Iyo ntewe n' ivyago
Kitnmar' umubabaro;
Kinyigisha yuko ndi
Umwambukira mwisi.

4. Igitabo c' Imana
Kimbgira ko kwizera
Yesu kwompa kunesha
Urupfu na Satani.

5. Kandi k' uwanka Yesu,
Agapfira mu vyaha,
Kw ari w' azopfa rubi
Ntabane n' Uhoraho.

6. Kimbgira yukw abera
Bazojanwa mw ijuiu,
Bagahabga na Yesu
Ivyiza bidashira.

7.Igitabo c' Imana
Kinyigish' ivyo vyiza,
Kirut' ibindi vyose,
Nta kindi kinyobora.

## 290 *We Thank Thee, Lord, indeed. G.B.683.*

1. Ngushimiye Mwami,
Igitabo cawe,
Ni co rumuri mu nzira
Injana mw ijuru.

2. Ni co capa cera
Kindangir' ijuru
Ngo simpush' inzira yawe,
Ipfunganye nziza.

3. Abasoma bose
Mur' iki Gitabo,
Ubah' umugisha wawe,
Ngo bakuyoboke.

4. Nsom' uko bukeye
Rugira ngo mmenye
Icugomba ko nokora:
Umfashe nkwumvire.

5. Mp' umutima wiga
Ukund' ivy' ugomba,
Ngukorere nnezerewe,
Name ngabirije.

6. Nd' umunyantege nke,
Ni wew' ukomeye:
Nzotsinda wa Mwansi wanje
Unshoboje Mwami.

## 291 *We love the Blessed Bible. G.B.573.*

1. Turakund' Ijambo Ryera,
Igitabo c'Imana,
Ni ryo tara rimurika
Mu nzira y' ubugingo,
Rikab' inkota mu ntambara
Isogota cane,
Tugisom' uko bukeye
Tukigir' umwigisha.

2. Ico Gitabo c' Imana
Tugikundan' umwete,
Amajambo yaco yose
Yuzuyemw' agakiza.
N' Igitabo c' igitanga
Kitwereka Yesu,
Tugisom' uko bukeye,
Tukigir' umwigtsha.

3. Kand' ikikidukundisha
N' uko tugisomamwo
Ko Yesu yacits' umuntu,
Ngw adukiz' imitima,
Kand' uko yahetamishijwe
N' ivyari kutwica;
Tugisom' uko bukeye,
Tukigir' umwigisha.

4 Bene Dat' iki Gitabo
Ni tukibumbatire,
Tugisom' imisi yose
Tukigir'umwigisha.
Kand' ico gihe ni cashika
Co kuv' ino mw isi
Ico Gitabo c' Imana
Kizotumar' ubgoba

## 292 *Cling to the Bible. G.B. 575.*

1. Gumy' igitabo gikuru c'Imana,
Ntuhundukw' ivyigishwa mûri co,
Ni co gikangur' abasinzitiye,
Gih' abapfuy' ubugingo busha.

*Gumy' igitabo, Gumy' Igitabo,*
*Gumy' igitabo, N'itara ryacu.*

2. Gumy' igitabo, ni co tunga ryacu,
Kitugarukana ku bugingo,
Ikimazi caco n'agahebuza,
Sesamw' umugish' ugishobora.

3. Kandi kiber' itar' abazimiye,
Kirongora n' abari mu nzira,
Giha n' abanyavyah' ivyizigiro,

N'ikibando c'umutama wese.

**293** r 290 ***Break Thou the Bread of Life. G.B.572. T.H.274***

1. Mwam' ungaburir' Ijambo ryawe,
Nk'uko wamanyaguy' umutsima
I Galilay' ugahaza benshi,
Non' umpe Mwami, ngo mpage nanje.

2. Ni wewe Mutsima w'ubugingo,
Nkizwa n'ukun kw' ijambo ryawe;
Rimber' indya zihaz' umutima:
Nyigisha gukund' ukuri kwawe.

3. Mukiz' untunieko Mpwemu wawe,
Ankore ku maso ngo mpumuke;
Mbon' ibihishijwe mu Gitabo,
Nawe nkubonemwo, Mukiza we.

4. Umpezagirir' iki Gitabo,
Kinyerek' icaha n'agakiza:
Ni ho noca mva mu bugurano,
Nkuronkeremw' amahoro, Mwami.

**ABANA**

**294** r ***When mothers of Salem. G.B. 666.***

1. Har' ah' abagore bazany'abana babo,
Abigishwa ntibemera, barabirukana,
Ariko Yes' abibonyeArabahamagar' ati
Mukundir' abana ngo baz' aho ndi.

2. Ati Ndabakira, mbarere ku bibero,
Nijewe Mwungere mwiza, ntimubirukane;
Kuko ni bamp' imitima Nzobaha kuja mw ijuru:
Mukundir' abana ngo baz' aho ndi.

3. Dushim' Umukiza ko yakiriy' abana,
Yamara hariho benshi bataranamwumva,
Bataz' izina rya Yesu, N' uko yahamagay' ati
Mukundir' abana ngo haz' aho ndi.

4. Icoduh' abana bo mu mahanga yose
Bakumv' ubutumwa bgiza. bakemera Yesu;
Ubahe kwumv' ijwi ryawe.
No kubon' umuco wawe.
Hamagar' abana ngo baz'ah'uri.

**295** ***Now Zacchaeus was a very litre man. M.S.***

1. Zakayo yari mugufiya,
Eka yari rrmgufi pe!
Yiruka ku git' aracurira
Rugira ngw arabe Yesu,
Kugira ngw arabe Yesu.

2. Yes' araz' ararangamiza,
Maz' abonayo Zakayo,
Ati Zakay' ururuk' uz' ino,
Ngo tujane ndar' i wawe,
Ngo tujane ndar' i wawe.

3. Buno nyen' ac' arururuka,
Barajana bashik' i we,
Ubusuma bgos' arabgihana,
Ati Pe, nzoriha kane!
Ati Pe, nzoriha kane!

4. Yes' aramubgir' ati None haj'
Agakiza mur'iyi nzu.
Kandi nazanywe no kurondera
Icari cazimiye,
Icari cazimiye.

**296** ***All things bright and beautiful. M.S.***

1. Dushimish' Imana Rurema
Imitima yacu
Ivyiza vyose yaduhaye
Mu bugingo bgacu.

2. Tuyishimir' abavyeyi,
N' abo tuvukana bose,
Badukunda, bakatuzigama,
Bakaturera neza.

3. Tuyishimir' imibiri,
Ko yaduhay' amaboko
N' amatwi n' a maso n' ururimi,
Ngo tubiyishimishe.

4. Tuyishimir' Uburundi
Kukw ar' igihugu cacu,
Kirimw' imisozi miremire,
N' imyonga n' imirima.

5. Tuyishimir' utunyoni
Bo n' amashunve n' ibiti,
N' inka n' ibindi bitungwa vyose,
Ko yabiremye neza.

## 297 *We are but little children weak. G.B.682*

1. Twebge tur' abana gusa
Ariko tur' aba Yesu:
Mbega har' ico twokora
Comugirir' ikimazi?

2. Kiriho, kuko ni twumva
Uburake mu mitima,
Tukabunesha kubgiwe,
Tuba tumushimishije.

3. Ni twagarur'ukuboko
Ngo twoye gukubitana,
Tugatekereza gusa,
Tuba tumushimishije.

4. Ni twaguman' amahoro
Tuzomuber' udutara
Two kumurik' i munira;
Na vyo biramushimisha.

5. Naho tur' abana gusa,
Ntihobur' ico twokora
Coshimish' umwami Yesu
Yapfiriye kudukiza.

## 298 r *A sunbeam. G.B.679.*

1. Yes' agomba ko mb' umuco
Mmurikir' abantu,
Muhimbar" imisi yose
Mu vyo nkora vyose.
*Umuco, umuco,*
*Yes' agomba ko mb' umuco;*
*Umuco, umuco,*
*Nzama mmuber' umuco.*

2. Yes' agomba yuko nkunda,
Ngafash' abavyeyi,
Nerekane mûri vyose
Ko nd' umwana wiwc.

3. Nzosaba Yesu kumfasha
No kundind' icaha,
Ng' umuco wiw' uboneke
Mu bugingo bganje.

4. Yesu nzomuber' umuco,
Kw ar' ic' angombako:
Mmukorere nkiri mw isi,
Ngo nze mbane na we.

## 299 r *Jesus'Hands were kind Hands. M.S*

1. Amaboko yawe yagira neza,
Yakiz' abarwaye, MukizaYesu,
Yakikir' aban' agafash' aboro,
Amaboko yawe yagira neza.

2. Amabolco yanje ndayaguhaye,
akoreshe Yesu, ngw agire neza:
Ni nkwigane Mwami, mbe ngukorera,
Amaboko yanje ngw agire neza.

## 300 r *Do no sinful action. M.S*

l.Bana,ntimugire
Icaha mukora,
Ntimutonganishwe
N'ivyo kuraka.

2. Bana, kuko mûri
Aba Yesu Kristo,
Non' ingeso ziwe
Zibe n' izanyu.

3. We yahor' avuga
Ivy' ukuri gusa,
Ivy' isoni nta vyo
Ycsu yakoze.

4. Ntihigeze n' umwe
Yagiriye nabi,
Kuko yamye yanka
Ivyaha vyose.

5. Har' ufis' ubgenge
Bgo kubosha nabi,
N' Umwansi Satani
Ahora hafi.

6. Abasezeranye
Guheba Satani,
No kurek' ivyaha,
Ntimumwumvire.

7. Yes' azobafasba
Kumurwanya cane,
Kuko na we nyene
Yamuneshej

## 301 r *I am Jesus'little lamb. M.S.*

1. Nd'agatama ka Yesu,
Ndanezerewe cane;
Mfis' Umwungere mwiza,
Andagir' akankiza,
Arankunda ndabizi,
Ndamwumv' ampamagaye.

2. Uyo ni w'anturutsa,
Ntanyica ntankubita,
Yam' anjana buhoro.
Akandagira heza,
Iyo ntewe n' inyota
Anshor' amazi meza.

3. None nta bgoba mfise,
Ndi mu ntama za Yesu;
Igihe ni cashika
Akancura mu rugo,
Nzogir'umunezero
Nta bukene kwa Yesu
Nzogir" umunezero:
Nta bukene kwa Yesu.

## 302 r *Jesus, tender Shepherd. G.B.94.*

1.Mukiza, Mwungere mwiza,
Uzigam' aba bana bawe,
Iri joro ube hafi,
Ubaramuts' amahoro.

2.Wiriw' urabaragira,
Urakoze wabazigamye.
Wabagaburiye neza.
Wumve non' ivyo dusenzc.

3. Ivyah' ubibaharire,
Uzigam' abakunzi babo,
Maze ni bapf ubajane,
Babane nawe mw ijuru.

## 303 r *Loving Shepherd of Thy sheep G.B.687.*

1. Yesu, Mwungere wanje.
Nd' umwagaz' undagire.
Sinzogir' ico ntinya,
Nta wonnyaga nd' uwawe.

2. Yes' amaboRo yawe
Wayakikiz' abana,
None yagiz' inkovu,
Ni kubganje zakwishe.

3-Nzohora ngutazira,
Nkwumvire mûri vyose,
Mpa kukunezereza,
Mbone kuzoj' i wawe.

4. Yesu, Mwungerc wanje,
Uze wam' umba hafi,
Nd' umwagaz' ugukunda,
Nyigisha kukwumvira.

5. Noye kuzokezera
Ndagii" inkoni yawe,
Ngukurikire ngere
Ikirenge mu cawe.

6. Ni naj' iyo mw ijuru,
Nshits' imbere y' intebe
Y' Iniana, ni ho nzoba
Menya nk' uko namenywe.

## 304 r *There's a Friend for little children. G.B.640*

1. Har' Umukunzi w' abana
Mw ijuru k' Uhoraho,
Abakund'urukundo
Rut agir' iherezo,
Abadukunda mw isi
Boduhararuka:
Yesu we n' Umukunzi
Atoduhemukira.

2. Harih' uburuhukiro
Mw ijuru k' Uhoraho,
Bg' abana bamukunda
Bambaz' izina ryiwe,
Ah' abagenzi bato
Bahora bataha,
Ni ho baruhukira
Mu mahor' adashira.

3. Mw ijuru harih'urugo,
Nyene rwo n' Umukiza
Abana bamukunze
Bazoshika mûri rwo:
N' urugo rwiza cane,
Rw' amahoro masa,
Umunezero wabo
Urut' uw' abo mw isi.

4. Har' ibitsibo mw ijuru

Vy' abana bakijijwe,
Babikiwe na Yesu
Ku musi bamwizeye;
Abamukunda bose,
Bakamushimisha,
Bazogererwa na we
Inger' itazoshira.

5. Harih' indirimbo nziza
Y' abana bakijijwe;
Bazama baririmba
Ni bashika mw ijuru,
Ishim" Umwami Yesu
Ko yabacunguye:
Kand' abayiririmba
Ntibazocobogora.

6. Har' impuzu zera kandi
Z' abana bakijijwe,
N' indirimbo z' ishimwe,
N' inanga z' izahabu;
Abakunz' Umukiza
Ni bo babihabga:
Ni muze bana mwese,
Muvyakiran' ishimwe.

**305** r ***Who is He in yonder stall? G.B.128.***

1. Urya ni nd' aryamitswe
Mu ruhôngore rw' inka?

*N'Umwami, n' igitangaza*
*N'Umukiz' Umwami wacu*
*Nginotumwunamire*
*Tumwimik'atuganze.*

2.Mbeg'urya yisonzesha
Mu bugaragwa ni nde?

3. Urya yigish'abantu
Ijambo ryiza ni nde?

4. Ury' akiz' abarwaye
N'abababaye ni nde

5. Urya ni nd' aririra
Aho Lazar' ahambge?

6. Ury'aje ku ndogoba
Ahimbazw' artyo ni nde?

7. Urya ni nd'ababaye
Aseng'i Getsemane?

8. Urya ni nde ku giti
Yishwe n'abo yakunda?

9. Urya ni nd' azukiye
Gukiz' abanyavyaha?

10. Urya ni nd' aganz' isi
Avyagiye mw ijuru

**IZIRIRIMBWA RIMWE RIMWE**

**KU W'IMANA**

**306** r ***O Day rest and glandness. M.S.***

1.Uyu musi w'akanyamuncza
N'umusi wo kuruhukako,
Kandi n'umusi w'Umwam' Imana,
Mwiz' urut' iyind' itandatu:
Kur' uyu musi wayo
Ni tuyiririmbire,
Ngo Yera, Yera, Yera,
We Mana nkuru y'Ubutatu!

2. Kur' uyu mus' Imana Rurema
Yaremy" umurango n'umuco,
Kur' uyu mus' Umukiza Yesu
Yazuts' ava mu mv' i kuzimu,
Kur' uyu musi Mpwemu
Yaj' asa n'umuriro,
Nuko n'umusi wera
Mu buryo butatu bukuru.

3. Bagenzi, mureke kwibagira
Uyu musi mwiza w'Imana,
Ntimuhebe kuwukoranako
Kubg' izina rya Yes" Umwami;
N'izina ryiza ryera, Riratunezereza,
N'izina ry'agakiza,
Nuko turih' icubahiro.

4. Kand' uyu musi n'uwo gusenga
No kwumv' ivy' Iman' itubgira:
Ni ho dusubirizwamw' intege
Nyinshi zo gukorer' Imana.
Dushime Mpwemu Yera,
Bo n'Umukiza Yesu,
Na Dat' Imana yacu,
Kw ar' Imwe mu buryo butatu

## 307 r *M.S.*

1. Haleluya, haj' umusi
Mwiza wo kuruhukako,
Uyu mus' urush' iyindi
Amahoro y' Imana,
Ko dufis' akaneza
Gaturuka ku Mana.

2. Uburuhukiro bgiza
Buronkwa kur' uyu musi;
Umuco w' Imana yera
Uraiumurikiye,
Ni w'utwez1 imitima
Kur' uyu musi wayo.

3. Mbe nokwambar' iki none
Ngo interne kuyihimbara?
Yesu ni w'' amp' umwambaro,
Ni wo kugororoka.
Ankijij' uburembe,
None ngenda mberewe

4. Yaramviriy' amaraso
Ankurakw ibicumuro;
Natukura tukutuku,
None ndera derere.
Ukwo kwezwa naronse
Ni yo mvun' imbereye

## 308 r *M.S.*

1. Mwami Yesu, tuzonywe
No kugaburirw' ivyawe,
Duhage mu mitima
Ijambo ryawe riryoshe;
Ivyo mw isi tubireke,
Twiyumvir' ivyo mw ijuru.

2. Nta co twebge tworonka,
Tmitim' icirabuye,
Itarezwa n'umuco
Uva kuri Mpwemu wawe
Utwigish' ingeso nziza,
N'ukugira neza kwose.

3. Raba Mwana w'Imana,
Twebge twese tugusavye
Ng'utweze mu mitima,
Kand' utuzibur' amatwi,
Ngo twumve, ngo turirimbe,
Tuguhimbare Mukiza.

## 309 r *We love Thy house, O God. G.B.80*

1. Inzu yawe Mana,
N'iy' icubahiro;
Iraduhirnbara,
Tuyikunda cane.

2. Dukoraniramwo
Guseng' Uhoraho,
Akaza mûri yo,
Kudusanganira.

3. Dukunda n'ahantu
Ho kubatiriza,
Ni ho twemerera
Amasezerano.

4. Ingaburo Yera
Iraduhimbara,
Ni h'ufatanira
N'abakwizigira.

5. Batwigishiriza
Mur'iyi nzu nziza
Ivyanditswe Vyera
Bitwigish'ivyawe

6. Kandi batwigisha
Ibidukomeza
Mu ntambara nziza
Bikatunezera

7. Indirimbo zacu
Naho tuzikunda
Twifuza kumenya
Iz'abo mw'ijuru

8. Ngo turushirize
Kugukunda Mana
Hanyuma m'ijuru
Tuzoguhimbaza

**INGABURO YEARA**

## 310 *Here O my Lord I see Thee. Tune G.B.149.*

1.Negerey' ameza yawe,
Ngo twibonanire,
Ndakwegamiye nd' induhe,

Nkugombakw intege.

2. Mp' umutsima w' ubugingo
Na vino y' ijuru,
Untur' umutwaro wanje,
Unduhur' ivyaha.

3. Ni wewe Mufasha wanje,
Nta n'uwundi ngomba,
Mp' inkomezi zawe Mwami.
Ngo zicik' izanje.

4. Weho ni w' ugororotse,
Ivyaha n' ivyanje,
Arikw amaraso yawe,
Ni y' abinkurako.

5. Umwambaro wanje Mwami,
N' amaraso yawe.
Ni yo buhungiro bganje,
N' amahoro yanje

## 311 ***And now, O Father. G.B.386. T.H.28.***

1.Data, rab' icibutso
C' incungu y' urukundo,
Kitwibuts'ivyakozwe
Kugit'i Gologota;
Kandi kuko dufise
Utwitsa kuri wewe,
Duhangaye kwegera
Aya meza y' ubuntu.

2. Data, witegereze
Mu nyonga h' uwo Mwitsa,
Tweho ntiturabitse,
Shiti turi mûri we;
Mwami wirengagize
Ukotwonon'ivyaw
Tugasenga tunebga,
Tukagir' intege nke.

3. Hagati y' ivyo vyaha
N'ingerobikwiranye,
Tuhakits' amaraso
Y'Umwana waw'ukunda;
Kand' ivyotwisabira
Tuvyifuriz 'abacu
Ubarinde wa mubi
Ubahe kwihangana.

4. Tuje ku nyundo zawe,
Twisunz' ubuntu bgawe,
Iyi Ngaburo yawe
Idushiremw' intege;
Yiturindish'ibibi,
Itumatanye nawe;
Kuba mu buja bgawe
Ni ko kwima nk' abami.

## 312 ***I hunger and I thirst. G.B.576.***

1. Mwami, mfis' inzara,
Umber' umutsima,
Kandi mfis' inyota
Mp' amaz'ayimara.

2. Mutsim' umanyutse,
Ngwin' umpaze none,
Unyigaburire,
Nta kindi compaza.

3. We vino y'ukuri,
Ompe kukunywako,
Mazi y'ubugingo,
Nsubizamw' intege.

4. Iyi si ntimpaza.
Ni we gusa Yesu:
 Nkuriye ndahaga.
Ni w'umroar' inyota.

5. Urugendo rwanje
Rue' ahagadutse:
Ndudubiz'imbere,
Soko y'ubugingo.

**GUSEZERANA**

## 313 r ***God be with you till we meet again. G.B.699***

1. Yes' abe hamwe nawe hose,, .
Akugir' inama nziza,
Ub'uwo mu busho bgiwe:
Yes' abe hamwe nawe hose.

*Kugez' aho tuzobonana,*
*Aho tuzobana na Yesu,*
*Kugez' aho wzobonana:*
*Yes' abe hamwe nawe hose*.

2. Yes' abe hamwe nawe hose,
Agukingir' amarushwa,
Akugaburire manu:

Yes' abe hamwe nawe hose.

3. Yes' abe hamwe nawe hose,
Nah'ivyagovyokuzinga,
Yogukingir' ukuboko:
Yes' abe hamwe nawe hose.

4. Yes' abe hamwe nawe hose,
Guma mu rukundo rwiwe,
Akunesherez'urupfu:
Yes' abe hamwe nawe hose.

## 314 r *Blest be the tie that binds. G.B.77*

1. Urukundo rw' Umukiza
Ni rwo rudukoranije,
Dukundane twese
Bakristo bo kw isi,
Kukw Imana yadukunze

2. Duhore dusab' Imana
Ngw iturons' umutim' umwe,
Ngw ikure bga bgoba n'ivyo
bitugora,
Iduh' umugisha wayo.

3. Kandi tubony' Umukristo
Yatay' inzira y'Imana,
Ni tumusabire ngw
Iman' imufashe
Ahez' arab' Umukiza

4.Kand' iyo dutandukanye
Tujane na Yesu Kristo.
Adushira mu buhirwe n'imbabazi,
Tukazoba tubonana

## 315 r *M.S.*

1. Imana yakoze neza
Ibidutangaza,
Abantu bo mur' iyisi
Batamenya na mba.

2. Ni mushim' iyateguye
Inzira ducamwo,
Tukabatubonany'ubu
Tutishwe n' ivyaha.

3. Twari twaratandukanye,
Ariko noneho
Dusubiye kubonana
Dufis' akaneza.

4. Yemwe bagenzi dukunda
Nta co tubagaya,
Mu vyo twafatanijemwo
Turabashimiye.

5. Nuko bagenzi,Ku Mana,
Mw isi ni ko biba,
Abakunda Siyoni nsha
Ni ho tuzobana.

6. Umugisha w' Uhoraho
Uhorane namwe,
Abah' akanyamuneza
Mu rugendo rwanyu.

**KWIMBURA**

## 316 r *Let us with a gladsome mind. G.B.24*

1. Mana Nyen' ivyimburwa,
Twese tuguhimbaze,

*Kukw imbabazi zawe*
*Zamah' ibihe vyose*

2. Tugushimiy' izuba
Waturemeye Mana:

3. Waduhaye n'ukwezi
Kutwakira mw ijoro:

4. Tugushimiy' imvura
Imez'ivyo dutera:

5. Kand' imirima yacu
Wayihay' umugisha:

6. Mukiia, waduhaye
Ibigega vyuzuye:

7. No mu mitima yacu
Wez' imbuto wateye:

8. Tugukuriy' ubgatsi
K'uduhaye kwimbura:

**UMUBATIZA**

## 317 *M.S.*

1. Haj' Umuntu ku ruzi,
Umwana w' umworo,
Abonek' ari musi
Y' abandi bo mw isi.

2. Yavuy' i we mw ijuru,
N' uw' ibihe vyose,
Yavukiye mu bantu,
Ahinduk' umuntu.

3. Abarira Yobana,
Ati N' umbatize;
Na w' ati Ni je nkwiye
Kubatizwa nawe.

4. Yes' aramwishur' ati
Emera nonaha:
Nkwiye guca bugufi
No gushik' i bgina.

5. Ivyaha vy' isi yose,
Ivyanje n'' ivyawe,
Vyose vyari kuri we,
Yaravyiremetse.

6. Abishikan' i bgina
Mu ruzi rw' urupfu,
Azuk' abisizeyo:
Dushim' Umukiza.

7. Nshimir' Imana cane
Rya batizwa ryiwe
Rinyinjiza mw ijuru,
Mw izina rya Yesu.

## 318 *M.S.*

1.Nabatijwe mw'izina
Ryawe Data Mana yera
Ntangur'ubu kwizera
Mu vyago vyose bizoza,
Ni wangez'umpe kurama,
Biguter'icubahiro

2. Nabatijwe mw izina
Ryawe Mwana, Mana Yera
Ivyaha vyanje vyose
Warabinkuyeko rwose,
Umfashe, simbe nkigira
Ikikubabaza cose.

3. Nabatijwe mw izina
Ryawe Mpwemu, Mana Yera,
Non' umpay' icicaro
Mw Ishengero ry' Uhoraho:
Tubone mu munezero,
Untabare mu marushwa.

4. Uko mur'Ubutatu
Budatana mundagano
Mushimw'imisi yose
Muhimirw'umubatizo
Napfuye kandi nazutse
Ni name mpfa kandi nzuke

## 319 *G.B.349*

1.Mana tukuzaniye
Abana waduhaye
Bakiran'urukundo
Barag'ubwami bwawe

2 Natw'abazobarera,
N' uduh' ubgenge bgawe,
Tubatoze ya nzira
Yo kubajan' i wawe.

3. Umusaraba wawc
Tuba tubashushanijeko,
Ub' akarangabgami
Kw ar' abawe, Mukiza.

4. Kand' uwo Musaraba
Ntugume ku rukoba,
Wushire mu mitima,
Ntibiratan' ikindi .

5. Barwanan' ubutore
Musi y' iyo bendera
Barasana n' ivyaha
N' ivy' isi na Satani.

6. Bab' ab' izina ryera
Ryawe Data wa twese,
N' iry' Umwan'' Umukiza,
N' irya Mpwem' Umufasha.

**GUHEZAGIRA ABANA**

## 320 *M.S.*

1. Urakund' utwana twose,
N' aka kan'uragakunda:
Ukakire kubga Krisito,

Na ko yagapfiriye.

2. Abavycyi bako na bo
Ubah' umugisha wawe
Ubafashe kukazigama,
Ubarinde bose Mana

**UBUKWE**

## 321 r *M.S.*

1. Mana y' ubuntu mw'ijuru,
Washingiriye Adamu
Hamwe mw i Paradiso;
Bamaze gushika hamwe,
Babany' amahoro masa,
Warabahezagiye,
Utimuvyaremuheke,
Mugwiremwuzuz'isi
Muyiganze n'ibirimwo

2. Namwe ni mwigatize neza,
Mufashanye, mukundane,
Mwempi mutabarane,
Mu bgoro no mu marushwa,
Mu butunzi, n' ubuhirwe,
Mubishimir' Imana.
ManaDat'ubazigame
Ngo bagume kuri wewe,
Mwami, n' ubiyegereze.

3. Yewe mukwe n1 umugeni,
Ni mugir' umutim' umwe,
Ni muban' amahoro;
Mugir' abamarayika
Babazigame mw izina
Ry' Umucungunzi wacu.
Tuze duhurir' i wacu
Tugiye gutah' ubukwe
Bga wa Mwagazi w' Intama.

## 322 r318 *M.S.*

1. Ah' umubano mwiza
Uba haba heza,
Abakundana bose
Baban' amahoro,
Abakundana bose
Baban' amahoro. (2)

2. Nk' ukw imvur' iy' iguye
Ihembur' ibintu
Ni k' Umukam' agomba
Kwez' abakundana. (2)

3. Kand' umubano mwiza
Urubak' urugo,
Mu baban' amahoro
No mu bakijijwe. (2)

4. Kand' umuc' ugakwira
Mu bihugu vyosc;
Bicik' umukuk' umwe
Umwunger' ab' umwe.

**GUHAMBA**

## 323 *M.S.*

1. Uyu mugenzi wacu
Aravuye mu marushwa,
Arajabuts' uruzi,
Non' arafashe hakurja:
Aratash' Iman' ishimwe,
Aradutanze mw ijuru.

2. Mu rugo rwo kwa Data
Nta marira, nta magorwa:
Satani ntashobora
Kumwononer' amahoro;
Nta buryo bund' agifise
Kukw atakimushikira.

3. Uwizer' Umukiza,
Akarab' urnusaraba,
Akozwa n'amaraso,
Akavuk'ubga kabiri,
Akihan' ivyaha vyiwe
Ni we yemerwa kujayo.

4. Uyu mubiri wiwe
Si we, ni nk'ivyo yambuye;
Wubgiw' aracariho,
Tuzongera kubonana;
Tuzohurira mw ijuru,
Duhamagaweyo natwe.

**IZIRIRIMBWA N'ABAHINGA**

## 324 *I will sing of my Redeemer. G.B.8 T.H.94*

1.Nzoririmb' ivy' Umukiza wanje
N'urukundo rwiwe yankunze
Yambabarijwe ku musaraba

Ngo nkir' igihano c' urupfu.

*Nzama ndirimb' Umukiza wanje*
*Yanguz' amoroso ku giti,*
*Nari n' umwend'ukomeye cane*
*Maz' arawunyishurira.*

2. Nzokwama mvug' ivy' igitangaza
Yes' Umukiza yankoreye,
Umutima wiwe w' ikigongwe
Watumy' ampfir' amber' incungu.

2. Nzohora ntazii' uwo Mukiza,
Nzoririmb' ububasha bgiwe,
Kukw anneshereza mûri vyose,
Sinkiganzwa n' icaha na mba.

3. Nzoririmb' Umucunguzi wanje,
N'urukundo rw' igitangaza:
Yankijij' urubanza rwo gupfa,
Maz' akangir' umwana wiwe.

## 325 r 394 ***Faith is the Victory. T.H.112***

1. Dutond' urugamba twese,
Tuje mu ntambara,
Ukwicara kumaz' iki
Satan' akiriho?
Ahagaz' imbere yacu
N' abadayimoni,
Agomba kuduc' ivutu,
Yamar' azotsindwa.

*Uku ni kwo kunesha,*
*Ukuni kwo kunesha*
*Kwaneshej' isi yose:*
*N' ukwizera kwacu.*

2. Inkota turayifise,
N' ijambo ry' Imana,
N' imwe n' iyaneshereje
Abeta ba kera.
Bararwana barahira
Ukwizera kwabo
Kwarabahaye kunesha
No mu rupfu na rwo

3. Abansi bacu ni benshi
Barwany'agakiza,
Tuzobanesha twambaye
Ivy'Iman'itanga:
Inkofero y'agakiza.
N'inkindi y'ukuri,
N'ibirato vy'amahoro,
Dutway'ukwizera.

4. Ni nanesha nzokwambikwa
Impuzu n'Umwami,
Azovug'izina ryanje
Imbere y'ijuru!
Ni tuve hasi, turwane
Mw izina rya Yesu,
Tuzonesh' abansi bose
Tujanye n'Umwami.

## 326 r 359 ***He will hold me fast. G.B.303. T.H.177***

1. Iyo ntinye ko kwizera
Kwanje kwobura.
Iyo ngira nneshwe rwose,
Yesu ni w'amfata.

*Yes' aramfata,*
*Kand' akangumya;*
*Kukw ankunda bihébuje,*
*Yes' arangumya*.

2. Urukundo rwanje ruke
Ntirwomufata,
Sinomugumbir' ubganje,
Kukw art w' angumya.

3. Ntiyondeka; kukw ankunda
Naho ndi mubi,
Ahimbanva no gukiza,
Nukw arangumije.

4. Ntiyokunda k'ubugingo
Bganje bushira,
Yabucunguj'igiciro,
Kandi ni w' angumya.

## 327 ***He will hide me. G.B.320***

1.Nah' ibihuhuta vy' amagorwa
Vyontera can' impande zose,
Nabony' aho nshobora kwihisha
Mu maboko y' Umwami Yesu.

*Yes' arampisha, Ahor' ampisha*
*Ah' ata magorwa yonsanga,*
*Yes' arampisha, Ahor' ampisha,*
*Yampfumbase mu kuboko.*

2. Naho yondungikir' amarushwa,
Binkumbuz' i wacu mw ijuru;
Iman' itwigishany' urukundo,
Nta h' iduhanish' uburake.

3. Umwansi wacu, ni we Satani,
Naho yontegesh' ubugunge,
Ndazi kw ibimeze nk' ibinyica
Yes' abihindur' amahoro.

4. Iyo nikorey' umusaraba,
Nah' umubiri wobabazwa,
Yes' azigam' umutima wanje,
Nta kizotwar' umwana wiwe.

## 328 r 371 *I surrender all. M.S. G.B.259. (2)*

1. Yesu, nd' uwawe, nyakira,
N'ivyanje mfise vyose,
Ngo ngukunde, nkwizigire,
Nkuyoboke Mukiza.

*Ndahevye vyose,*
*Ndahevye vyose,*
*Yesu nguhay' umutima,*
*Ndahevye vyose.*

2. Yesu, nd' uwawe, nyakira,
Mpfukamy' imbere yawe,
Kandi singikunz' ivy' isi,
Nyakira Yesu wanje.

3. Yesu, nd'uwawe, nyakira,
Mukiza, ngir' uwawe,
Tuma Mpwemu Yer' ambgire
Yuko naw' ur' uwanje.
4. Yesu, nd' uwawe. nyakira,
Mwami, ndakwihereje,
Urukundo n'inkomezi
N'umugisha binzemwo.

5. Ndarons' akanyamuneza
Kuzuye mu mutima,
Ndaririmba Haleluya
Mw izina ry' Uhoraho.

## 329 *Joy to the world! T.H.254.*

1. Nezerwa cane wa si we,
Wakir' Umukiza,
Namw'abayibamwo mwese,
Ni mutegur' imitima
Ngw abon' aho yinjira,
Ashikire mu rukundo,
Mumwakire, ntimumurekere hanze.

2. Nezerwa cane wa si we,
Umukiza yaje!
Mwa bantu mwe, muririmbe,
Munezerwe bishimitse,
Namwe bamarayika,
Mudufashe kuririmba,
Muririmbane natw' ishimwe rya Yesu.

3. Non' amahwa n'ibitovu
Ni mubirandure:
Ivyaha n'ibicumuro
Vyashishikaye kumera
Mu mitima y'abantu,
Vyabakwegey' umuvumo,
None Yesu yazanywe no kubakiza.

4. Yaje kuganz' isi yose
Ngw abantu babone
Ishimwe n'icubahiro
Vy'ukugororoka kwiwe
N'urukund' abakunda
Yukw ar' uw'igitangaza,
Tumuhimbaze kw ar' Umukiza mwiza.

## 330 r375 *Living He loved me. G.B.129. T.H.138*

1.Habay'umus' ijuru ryanezerwa,
Ariko mw isi huzuy'umwiza,
Uyo musi Yes'amanuka mw isi
Ngwavyarwen'umukobgaatunganye.

*Rab' wukundo rwatumy' ampfira,*
*Agahamb' ivyaha vyanje mu mva,*
*Mu kuzuk'akantsindanishiriza:*
*Hazoz'umus' azogarukako.*

2. Habay' umusi babamb' Umukiza
I Gologota ku musaraba,
Arababazw' akengerwa n'abantu:
Uko ni ko yankuyekw ivyaha.

3. Habay' umusi bahamb' Umukiza,
Bamushira mu mva y'umutunzi,
Kubg'ivyo sinzongera kwihebura:
Nshiz' ivyizigiro mûri Yesu.

4. Habay' umusi Satan' araneshwa,
Vyananiy' imva kugumya Yesu.

Ac' arazuka, aneshej' urupfu,
Aja mw ijur' i buryo bg' Imana.

5.Hazob'umusituzumvakw'inzamba,
Ijuru rizokayangana pe,
Umukiza wanj' azoza mu bgiza,
Aje ku ngoma ngo yime mw isi.

**331** r265 ***Our blest Redeemer. G.B.187.***

1. Yes'aho yagir'asige
Abigishwa biwe,
Ngw adug' ajanwe mw ijuru,
Aje kwa Se:

2. Yasezeranye kubaha
Mpwemu w'Uhoraho,
Ngw ab' Indongoz'aremeshe
Aba Yesu.

3. Arinjira mu mutima
W umuntu yitonze,
Amuh' urukundo rwinshi,
N' amahoro.

4. Avug'ijwi ryongorera,
Ahanur'umuntu,
Amuhumuriz' avuze
Ivy' ijuru.

5. Nta vyiza jewe nokora
Atankocesheje,
Ni w'aduha kwiyumvira
Ivya Yesu.

6. Mpwcm' uraban' imbabazi
Intege nke zacu,
Udutungany' imitima,
Uyibemwo.

**332** ***Peace be still.*** ***M.S.***

1. Kera Yes' akiri mw isi
Yabgiy' abigishw' ati
Tujabuke tuje hakurya,
Ni tujane mu bgato.
Bakigcnd' arasinzira,
Haz' igihuhuta,
Imipfunda yisuka mu bgato,
Bgariko buruzura.

*Yikanguy' azibiz' ikiyaga,*
*Ngo Hora,*
*Kandi nta ngunza nta muyaga,*
*Nta dayimoni kandi nta n'abantu,*
*Nta coshobcra kwubik'ubgato*
*Burimw' Umukiza w'ubugingo:*
*Vyose Yes' azobizibiza,*
*Ngo Hora, cereza*
*Nta kitazomwumvir' avuze*
*Ngo Cereza*

2. Mwam' umuyaga ni mwinshi,
Kandi turi mw irinde.
Imipfund' igiye mu bgato
Buriko buruzura.
Mwami, ntubabaye yuko
Turiko turapfa?
Arikangur' azibiz' ingunza.
Ngo Tekereza, hora!

3. Yesu singifis’ ubgoba,
Ko har" agacerere,
Umparir' ukwizera guke
Kwatumye ngir' ubgoba.
None hareyutse rwose
Mu mutima wanje,
Umpe kwama nkwizigira cane,
Ngukurikire hose.

**Gusezerana**

**333** r310 ***M.S.***

1. Iki gihe tumaranye
Turongowe na ya bendera,
Dutandukany' ar' amahoro
Dufis'akanyamuneza.

2. Bagenzi bo ku mutima,
Abo dusangiy' agakiza
N' intambara y' umusaraba,
Imana n'ibazigame.

3. Hairih' ijambo dusoma
Mu gitabo cera c'Imana:
Mutumbere Yes’Umukiza,
Ntimukamuharuruke.

4. Kumbur' amaso yob' aya
Ntitwongere kuzobonana,
Ariko twes' abakijijwe
Tuzohurir' i Siyoni.

5. Nuko bagenzi dukunda,
Twabonanye wa musaraba
Mur' iki gihe tumaranye,
Gendan' Imana bagenzi.

6. Mw ijuru har' ingabire
Nyinshi cane z'abayobotse;
Mwumire ku gakiza kanyu
Mwahawe mu matangura.

7. Ya mahoro yo mw ijuru
Atwuzuremwo twebge twese,
Kumbur' Ishengero ry'Imana,
Rikir' imitim' ibiri.

8. Twihan' ubugararizi
Ubg' abatubah'Uhoraho, -
Tumenyc yuko twebge twese
Tuzoshirw' imbere yiwe.

9. Kumbure Yesu yoz' ubu
Agasanga tutiteguye,
Akatugerer' ingero mbi,
Nya ngero mwumva n'urupfu.

10. None rero n'agasaga
Bene Data dufatanije;
I wacu twese ni mw ijuru
Tuzohorana na Yesu.

**IZONGEWE**

**334** r$_{353}$ ***Not all the blood of beasts. G.B.287.***

1. Amaraso yose
Y'intama n'impene
Y' ibimazi vy' Abayuda
Nta c' atumarira.

2. Yesu wa Mwagazi
W'Intama w'Imana
Ni we wenyen' ashobora
Kudukiz' ivyaha.

3. Yabay'ikimazi
Kirusha vya bindi,
Nta yandi ma ras' ariho
Yo kutwoz' ivyaha.

4. Ndambits' ikiganza
Ku mutwe wa Yesu,
Mushizekw ivyaha vyanje,
Mvyatuye nihannye.

5. Umutwaro wanje
Yarawikoreye,
Ari ku git' amanitswe
Ari jew'azize.

6. Twizeye dushima
Wa Mwana w' Imana,
Kuk' umuvumo twariko
Wavuyeho rwose.

**335** r$_{297}$ ***Jésus ne change pas. M.S.***

1.Yesu ntahinduka, ntahinduka, ntahinduka,
Yesu ntahinduka, oyaye!

2. Yesu yampariye, yampariye, yampariye,
Yesu yampariye, cane pe!

3. Yesu ni w'ampaza, ni w'ampaza, ni w'ampaza,
Yesu ni w' ampaza, ego me!

4. Yes' azonyakir'azonyakir'azonyakira,
Yes' azonyakira mw ijuru.

5. Ni we tuzobana, tuzobana, tuzobana,
Ni vve tuzobana nshitseyo.

6.Yesu n'ahimbazwe, n'ahimbazwe, n'ahimbazwe,
Yesu n' ahimbazwe, n' ashimwe!

**336** r$_{131}$ ***Jésus je viens. M.S.***

1.Kwar' ubuntu butovugwa
Yukw Iman' iharira
Kand' umunyavyaha nkanje
Nkagiririrw" imbabazi.

*Ndaje Yesu, kuri wewe*
*Uko ndi kos' unyakire;*
*Ndaje Yesu, kuri wewe,*
*Mukiz' unyakire.*

2. Nahoze ndi kure yayo,
Nkinz' umutima wanje
Arik' uwayo mutima
Nkama ndawubabaza.

3. None Yesu ndakwihaye,
Umbohor'undokore!
Nkura mu migozi yose

Satani yantayemwo.

4. Haleluya, singitinya,
Nta mazinda ngifise!
Ndi mu nzir' ija mw' ijuru,
Nuzuy'umunezero!

## 337 *Oh for heart to praise my God. G.B.587. or T.H.370*

1. Man' ump' umutima musha
Uzi kugushima,
Utakiganzwa n'icaha,
Umijw' amaraso.

2. Mp' umutim' ukuyobotse,
Ub' intebe yawe,
Ah' uzokwam' uvyagiye,
Aho wiganzîye.

3. Ump' umutim' umenetse,
Wizeye, w'ukuri,
Ata cowutandukanya
Nawe, Mwami wanje.

4. Mp'umutim'ugizwe musha,
Wuzuy'urukundo,
Ushushanijwe n'uwawe,
Utunganye, wera.

5.Mp'akameremere kawe,
Ngwino se wandike
Izina ryawe, Rukundo.
Mu mutima wanje.

## 338 r392 *Soldiers of Christ. M.S.*

I. Yemwe basoda ba Kristo muvyuke
Murasane n'isi na Satani n' inyama;
Rwana n' inkomez' intambara nziza,
Umusaraba n' ibender' imbere yanyu.
Jana n' Umukiza, arabarongora:
Dufis' Umugabish'azoduha kunesha.

2. Mwa ntumwa ziwe, Yes' arabatumye,
Ati Muje mu bihugu vyose vyo mw isi:
Kwiz' ubutumwa mu baremwe bose,
Babgire ko Yesu yabaguz' amaraso.
Muvugish' akanwa yuko Yes' akiza,
Ni we yadutumye kubg'urukundo rwiwe.

3. Yemwe, Bakristo, muvyuke n' ingoga,
Domek' amatara yanyu, ni mube maso.
Wa Mukw' araje mumusanganire,
Azojan' abireguye hirya mw' ijuru.
Musengan' umwete, koran'inkomezi,
Eh' araje nk' uko yadusezeranije.

## 339 r183 *We're travelling home to Heaven above. M.S.*

1.Tugiy'i wacu mw ijuru,
Ni muze, ni muze!
Gutazir' Umurokozi,
Ni muze, ni muze,
Umv'abashitseyo ni benshi pe
Mu bgami bg'Imana
baranezerwa,
Abandi benshi bajayo.
Ni muze ni muze!

2. Tuzonobanga mu muco,
Ni muze, ni muze!
Dusiz'umwira w'ivyaha,
Ni muze, ni muze!
Har' igitsibo tuzokwambara,
Tuzonezeranwa n'abakijijwe,
Dusangiy'ubgiza na bo,
Ni muze, ni muze!

3. Ni wemera ngo tujane,
Ihane, ihane!
Izere Yes' agukize,
Ihane, ihane!
Akur' umutwaro wikoreye
K.' uremerewe rek' akuruhure,
Wimane na we mw ijuru,
Ihane, ihane!

## 340 r328 *M.S.*

1. Yesu Mucunguzi wanje
Ndaj' i waw' uyu musi.
Amaraso antunganye
Y'Umwagazi w' intama.

*Yes' ashimwe kand' ashimwe,*
*Icubahiro kibe*
*lc' Umwana uw' intama,*
*Dushinf izina ryiwe.*

2. Kera nashimitse cane
Ngo mbone umugisha.
None ndakwihaye Mwami,
Yesu Mwana w' intama.

3. Nzobarir' abantu bose
Agakiza ka Yesu.
Umukiza yaduhaye
Agakiza k' ubuntu.     .

4. Nzovuga can' ivya Yesu,
N' ubutumwa nta soni:
Kuko yankijij' umwansi,
Ndamushim' arakiza.

5. Ndamushim' Uwankijije,
N' ugukiz' arakiza.
Yes' ashimwe n' Umukiza,
Ububasha n' ubgiwe.

## 341 *Ingener sa tryg for fare. M.S.*

1. Nta wuzigamwa mw irinde
Nk' abana b' Imana nzima,
Nanzi n'inyoni mu cari
N'inyenyeri zo kw ijuru.

2. Umwam' Imana Rurema
Ni yo nkinz' idukingira:
Itugumya mu maboko,
Itugirir' ikigongwe.

3. Nta  magorwa nta buhirwe
Bishobora kudukura
Ku mukunzi wacu mwiza,
Az'  ivyiyumviro vyacu.

4. Iraz'amarira yacu,
Yaharuye n'imishatsi;
Kandi mu magorwa yacu
Ni yo yam' ituremesha.

5. Namb'itwara cank' itanga
Ni yo Data w'urukundo;
Ib'igomba  kimwe gusa,
N'uguh' umwan'umugisha.

6. Shengero ryayo himbarwa,
Ni yo Mutabazi wawe.
Ikuy'ijambo mu kanwa
Abansi bose batsindwa.

7. Intambara ni yashira
N'amarushwa n'iminiho,
Dat'azodu hamagara
Ati Ni muze mw ijuru.

## 342 *Moment by moment. M.S. G.B.392. T.H.153*

1. Napfanye na Yesu, mpfa ku vyaha.
Ndiho mûri we mfis' ubugingo,
Ntumbera Yes' ahari mw ijuru:
Akanya kose, Mwami; nd' uwawe.

*Akanya kose ni w' anzigama,*
*Akanya kose mfis' ubugingo,*
*Ntumbera Yes' ah' ari'mw ijuru:*
*Akanya kose, Mwami, nd' uwawe.*

2.Kandi mu ntambara,ndwany'ivyaha.
Ni w' antabar' akanneshereza,
Kukw ari we Nyen' inganji zose:
Akanya kos' ampozakw ijirho.

3. No mu magorwa yam' amba hafi,
Ni w' anyakir' imitwaro yose,
Yamana nanje mu mibabaro:
Akanya kose, yam' anzigama.

4. Kandi n' iyo nsuhuz' umutima,
Mfis' umubabaro n' akabonge,
Cank' iyo ndi no mwirinde ryose:
Akanya kose, yam' anyibuka.

5. Mu ntege nke zanj' amp' inkomezi,
Nta n' indwar' ananirwa gukiza,
Yesu ni we Murokozi wanje:
Akanya kose ni we tubana.

## 343 r260 *On the resurrection Morning. G.B.599.(2) T.H.309*

1.Kuri wa mus' aho tuzozuka
Twese tugiz' imibiri misha,
Amarira n' uburibge
Ntibizoba bikiboneka.

2. Ubu bugingo n' uyu mubiri
Vyompi bikwiye gutandukana,
Bikarorer' urya musi
Biryamye vyisinziririye.

3. Non'uyu mubiri w'ikiruhe
Turawuryamitse ngaha mw ivu,
Arik' ubugingo bgo bgo,
Buririmbir' Umwami Yesu.

4. Hanyum' ubugingo n' umubiri
Ni vyamara gusubira hamwe,

Nta kizobitandukanya,
Bizohag' ishusho ya Yesu.

5. Ewe munezero mwinshi cane
Tuzobona ku musi w'izuka,
Ni h1 imva zose zo mw isi
Zizogarukan' abapfuye.

6. Uwo mus' abavyeyi n' abana
N' abagabo n' abagore babo,
Bo n' abavukana bose
Bazosubira kubonana.

7. Mwami Yesu, mur' iryo huriro
Emera kuduha gushikayo.
Uturenz' urupfu natwe,
Twizey' umusaraba wawe.

## 344 *M.S.*

1.Uhimbazwe Yesu Kristo
Wihinduy'ukab' umuntu
Wavyawe n' inkumi yera
Ab' ijuru banezerwe
Haleluya.

2. Mwana wa Data wa twese
Ur'umunt'ukab'Imana
Waje kudukiz' urupfu
Ufis' umubiri nkatwe.
Haleluya.

3. Isi yos' iganzwa nawe
Kand' urerwa n'umugore
Umukur' abasha vyose
Yabay' uruhinja gusa.
Haleluya.

4. Warazany' umuco mw isi
Utumurikira twese
No mw ijoro dushobora
Kumenya Data wa twese.
Haleiuya.

5. Waje mw isi nk' umukene
Warubahirij' ubgoro
Wishize mu bgoro bubi
Natwe ngo tub' abatunzi.
Haleluya.

6. Ur’Umwam' asumb' abami
Watugendeye tur' ivu.
Maz' udukura mw isi mbi.
Uratujana mw ijuru.
Haleluya.

## 345 $r_{50}$ *Come ye yourselves apart. G.B.315*

1. Enda ni muze twihererane,
Ibikorwa birabananije;
Mwiyuh' ivyuya, mutenzukirwe,
Mbasubizemw' inkomezi zanje.

2. Murek' ibikundwa n' ab' iyi si:
Ngo tuyag' ivy' ab'isi batazi!
Mubaye kumwe nanje na Data
Ntimuzoba mubaye mwenyene.

3. Ivyo mwavuze n' ivyo mwakoze,
Ar' ukunesha canke kuneshwa,
Ivyo muziga n' ivyo mutinya.
Mundondere vyos' uko bingana.

4. Ndazi yukw ar' ikigoye cane
Kwemez' abantu ngo bahinduke,
Yemw' abacumukuye mûrira
Mwihangane nzobah' igitsibo.

5. Ni muruhuke kuk' urugendo
Rukomeye, rwobagwish' isari,
Mury' umutsim' ubah' inkomezi,
Munywe no ku mazi y'ubugingo!

6. Maze duhejeje kubonana
Musubire mu bikorwa vyanyu;
Uyu mubonano wacu mwiza
S' uw' ubusa, n'uw' ikimazi pe.

## 346 $r_{335}$ *Bright rhe Vision. M.S.*

1. Umuvugishwa Yesaya
Yeretsw' ivyiza kera,
Yabony' Uhorah'Imana
Mu rusengero rwiwe.

2. Abaserafi b' isinzi
Bari bamukikije;
Abon' umw' asemerera,
Abgira mugenzi we,

3. At' Uwer' Uwer' Uwera,
Umwami Nyen' ingabo;
Isi yose yuzuyemwo
Icubahiro ciwe.

4. Baracaririmba bartyo,
Natwe mw isi tuvuge,
Tut' Uwer' Uwer' Uwera,
Ni we Rugira vyose.

5. Twebg' abakir' ino mw isi
N' abera bo mw ijuru,
Turafatanije hamwe
Gutazir' Uhoraho.

6. Tut' Uwer' Uwer' Uwera,
Umwami Nyen' ingabo;
Isi yose yuzuyemwo
Icubahiro ciwe.

**347 r** ***Jesus is standing in Pilate's hall. T.H.297.***

1.Igihe baregera Yesu,
Mw ikomb' imbere ya Pilato
Yabajij' abantu bos' ati
Yesu ndamugire nte?

*None Yes'uramugir'ute?*
*Hitamwo bigishoboka:*
*Hazoz' umus' uzibaz' uti*
*Jeh' arangirir' ate?*

2. Ivyo na non' ubihitemwo,
Ubigomvye womwahakana
Canke womwakiran' ineza,
Non'uramugir' ute?

3. Nta kujan' inzira zibiri
Nk' uko Pilato yagejeje:
Hanyuma vyaramunaniye:
Non' uramugir' ute?

4. Petero yahisemwo nabi
K uko yihakanye Shebuja;
Ariko weho mwemangire:
Yes' uramugir' ute?

5. Yesu ndaguhay' umutima,
Ndemeye kukugendanira;
Nzokwama ngukunda nkwumvira:
Yesu nzokugenza ntyo.

**348 r** ***Have you any room for Jesus ? G.B.216.***
***T.H.187***

Har' umwanya woha
YesuYakwikorerey' ivyaha?
Nguy' arikw araramutsa,
Mbega ntiwomwinjiza?

*Shitsa Yesu mu mutima,*
*Itab' ijambo ryiwe:*
*Mwugururire n' ingoga*
*Bikigushobokera.*

2. Mu mutim' ufis' umwanya
W' ibiguhimbara bindi,
Ariko Yesu yabambge
Nta mwany'umufitiye!

3. Har' umwanya w' ivya Yesu
Wobonana gucurumba?
Ubu n' igihe gikwiye,
Umwitab' umwinjize.

4. Uhe Yes' umwanya none.
Igihe ntikikurenge:
Utarahav'uteterwa,
Ngw ahebe kukwinginga.

**349 r101** ***My faith has found a resting place. G.B.291***

1 . Nabony' uburuhukiro
Muri Kristo Yesu;
Ni we gusa nihishamwo.
Nta bandi nizeye.

*Nta wundi n'umwe ni zera,*
*Nta kindi niregura,*
*Atari Yesu yabambge,*
*Arijew' azize.*

2. Nyuzwe n'agakiza kiwe,
Nta bgoba ngifise;
Nj'iy' ari nd' umunyavyaha,
Maz' akanyakira.

3. Kand'iyo ndway'arankiza,
Ngacika muzima;
Amaraso yiw' ampesha
Ubugingo busha.

4. Ndemeshwa n'ijambo ryiwe,
Narons' agakiza
Kubg" iryo zina rya Yesu.
N'amaraso yiwe.

## 350 *Give me oil in my lamp. M.S.*

1. Mp' amavuta, Yesu, mbone kwaka,
Mp' amavuta ndakwinginze;
Mp' amavuta, Yesu, mbone kwaka
Mbone kwaka burinde buca.

*Turirimbe, turirimbe,*
*Turirimbe, tugutazire:*
*Wewe Mwam' aganz' abami,*
*Yesu tugutazire.*

2. Mpa kumeneka, Yesu, na ntaryo,
Ngumiza ku musaraba;
Mpa kumeneka, Yesu, na ntaryo,
Wam' ummena burinde buca.

3. Mp' amahoro, Mukiza, nduhuke,
Mp' amahoro, ndakuzamvye;
Mp' amahoro, Mukiza, nduhuke,
Mp' amahoro burinde buca.

4. Mp' umunezero wawe, Mukiza,
Name ndirimba ngushima;
Mp' umunezero wawe, Mukiza.
Nze ngushime burinde buca.

5. Mpa kugir' umutwaro, Mukiza,
Ngo ntabar' abaranduka,
Mpa kugir' umutwaro, Mukiza,
Nkund' abandi burinde buca.

## 351 *Ho! everyone that is thirsty. M.S.*

1. Ngo, mwes' abanyotewe mu mitima,
Abananiwe n'abiganyira,
Ngwino kw isoko muhazwe na Yesu,
Ivyo mwifuza ni muvyakire.

*Unyotewe nzomusukakw amazi,*
*N'imigez' ize kw isi yumye;*
*Nyugururira ndabah' umugisha;*
*Undondera wese, arambona.*

2. Munyesi we nturambiwe n'ingoyi?
Nturuhijwe n'ivy' isi bihenda?
Ntunyoterew' umugisha w'Imana?
Umve, isezerano ririho.

3. Muntu w'Imana ni wuzure Mpwêmu,
Nta coguhaz' atar' ivya Yesu:
Bikuzur' ubuging' umwete wiwe;
Yesu ni we yabisezeranye.

## 352 *Ifwe could see beyond today. M.S. and G.B.316.*

1. Twobon' ibizob' imbere, Nk'Uhoraho,
Namb' ibicu vyeyutse pe, Hakabona;
Ntitwobabazwa n'ivyago,
Twokwibagir' ivya none,
Har' akaneza twiteze,
Wewe nanje.

2. Twomeny' ibizoh' imbere, Nk'Uhoraho,
N'igitum' ivyacu bipfa,Tukarira:
Twoba dushitse mu muco,
Tuvuye mu mwiza mwinshi,
Ivyago bicits'ivyiza.
Mu kwizera.

3. Kubona n'ugutahura, Twogomvy' ivyo,
Arik' Uhoraho na we, Adukunda,
Aradukingir' akabi,
Ntitubon' ibir' imbere,
Ni ho tumugumya rwose,
Izera we.

## 353 *Someone will enter. M.S.*

1. Hariho bamwe bazinjira
Mw ijur' iyo(2)
Babon' ivyiza babikiwe,
Uzobayo? Je nzobayo?
Hariy' inzira z'izahabu,
Zikayangana cane hose,
Hazob' ishimwe n' ibirori:
Uzobayo? Je nzobayo?

2. Bazoruhuk' umusaraba,
Nta kabuza, (2)
Bagabirw' igitsibo ciza:
Uzobayo? Je nzobayo?
Bazobon' Umwami w' ubgiza,
Ata mubabar' ukiriho,
Bame banezeranywe na we:
Uzobayo? Je nzobayo?

3. Abazokomanga ku rugi,
Bugaranywe(2)
Bazobarirwa ngo Simbazi!
Uzobayo? Je nzobayo?
Nta kizobumva ni bavuga,
Urugi ruzoba rukinzwe,
Ntibazobona ça gitsibo:

Uzobayo? Je nzobayo?

4. Bamwe bazama baririmba
Bari kumwe (2)
N' ababohowe n' amaraso:
Uzobayo? Je nzobayo?
Bari ku misozi yera de,
Banezeranywe n' Umukiza
Bakiz' umubabaro wose:
Uzobayo? Je nzobayo!

**354** **r149** ***The love of God M.S. (Billy Graham 89)***

1. Mbeg'urukundo rw'Imana yacu
Rworuha ruseranguruka?
Rusumb'ukwezi rusumb'izuba,
Kand'ikuzimu rushikayo;
Rwatumye Yes'aza mw'isi yacu
Ngw'iduh'ahturuhure;
Mbere na wa mwana w'icangazi
Rwatunye S'amwakira.

*Mbeg'urukundo rw'Imana yacu*
*Rwogereranywa n'iki?*
*Mw'ijuru no mw'isi ntibasiba*
*Kwama baruririmba*

2. Ingoma zose zo mw'isi yacu
Zama zigenda zikuranwa.
Abank'Imana, ntibayisenge,
Bazopfa bose ntibibukwe.
Yamar'urwoo rukundo rw'Imana,
Rutagir'akagero
Urw'ikunda twebw'abari mw'isi
Ni rwo rutazoshira.

3. Nah'ibiyaga vyocika wino,
Ijuru rikab'impapuro,
Ivyatsi vyose bakabigira
Amakaramu y'abanditsi;
Ab'isi bose bakandikako
Ivy'urukundo rwayo;
Ntibobigeza, ntivyokwirwako
Wino niyo yoshira.

4. Kand'ukw'ikunda wa Mwana wayo
Ni kw'inkunda, ntabibereye;
Nar'umwansi w'umugarariji,
maz'impa Yesu ngw'ambambirwe;
mu bo yakirishij'amaraso,
nzi yuko nanje ndimwo;
nzohohora ndirim b'urwo rukundo;
ndarwamamaze hose